Copyright © by Jonathan Menn 2022. All rights reserved.

# RUSI

**Canditswe na**

**Jonathan M. Menn**

**B.A., University of Wisconsin-Madison, 1974**
**J.D., Cornell Law School, 1977**
**M.Div., Trinity Evangelical Divinity School, 2007**

**Equipping Church Leaders East Africa, Inc.**
**714 S. Summit St., Appleton, WI 54914**
**+1-920-2846841 (mobile and WhatsApp)**
**jonathanmenn@yahoo.com**
**www.eclea.net**

2022

Igitabu ca *Rusi* canditswe n'umuntu atazwi, kumbure canditswe mu gihe c'uko Yuda yari yarambukanywe ari inyagano i Babuloni mu mwaka wa 586 Imbere y'ivuka rya Yesu. Iyo nkuru ubwayo yabaye mu gihe c'Abacamanza, mu myaka 500 canke irenga imbere yuko bajanwa i Babuloni ari inyagano. Abantu batatu bakuru bakuru muri ico gitabu ni Nawomi, Rusi, na Bowasi. Iyo nkuru ni inkuru ihambaye y'urukundo ariko kandi ikubiyemwo ibintu vyinshi vy'ingirakamaro. Ico gitabu kivuga ku kaga gakomeye kashikiye umuryango hamwe n'ugusubizwa mu buryo kw'umuryango wa Nawomi. Iciyumviro ca *hesed* (ukwishikana kwubakiye ku migenderanire y'urukundo) n'uruhara rw'umucunguzi wa hagufi (*go'el*) ni vyo vyiyumviro nyamukuru bigize ukwo gusubiza mu buryo ibintu. Akaga kashikiye umuryango n'ugusubizwa mu buryo kw'ibintu vyashizwe ahabona mu bigize integuro nini y'Imana kw'ihanga rya Isirayeli hamwe n'integuro yayo yose nini y'isi yose. Ni co gituma, *Rusi* afise ico asana kanaka na *Habakuki*, igitabu kivuga ku karenganyo k'isi n'abari bakikuje Habakuki, ububisha, hamwe n'ivyago, na *1 Petero*, igitabu kivuga ku guhamwa n'imibabaro, mu nteguro nini y'Imana. *Rusi* vyongeye avyura ibibazo vy'urukoba, amoko, n'igitsina, hamwe n'ugushiramwo kw'Imana abari "hanze" nk'igice kinini kigize integuro yayo. Ko ivyariko biraba n'ibikorwa bisa naho ari "ibisanzwe," nkaho umengo Imana nta ruhara ibifisemwo canke ko Imana ibiserukamwo, hamwe n'ukubaho kw'ibintu vyinshi twohava tuvuga ko vyapfuye "gushika" bigize iyo nkuru, vyerekana ko Imana iri inyuma y'ivyo vyose biriko biraba; muri izi nzira, *Rusi* ni icirore c'igitabu ca *Esiteri.*

Copyright © by Jonathan Menn 2022. All rights reserved.

**IBIRI MWO**

**I. Intangamarara ……………………………………………………………………………………..2**
**A. Umwanditsi*, umwaka, n'ahovyabereye mwisezerano rya kera*……………………………………......2**
**B. Iciyumviro ngenderwako………………………………………………………………………......2**
**C. Uko igitabo gitunganijwe n'incamake……………………………………………………….........2**

**II. Insobanuro y'Igitabo ca Rusi……………………………………………………………………..6**
**A.** ***Urwinjiriro: Umwanya, Ibihe, Umwanya n'ikibanza, Indangagaciro, n'amakuba: Nawomi abura Umuryango.*** **(1:1-5)……………………………………………………………….…6**
**IBIBAZO VYO GUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO ………………………………………………….8**

**B.** ***Rusi ahitamwo kugumana na Nawomi.*** **(1:6-19a)…………………….........................................8**
**IBIBAZO VYO GUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO …………………………………………………10**

**C.** ***Nawomi na Rusi bashika i Bethlehem*** **(1:19b-22)……………………………………………………11**
**IBIBAZO VYO GUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO …………………………………………………12**

**D.** ***Rusi na Bowazi bahura*** **(2:1-23)………………………………......................................................12**
**IBIBAZO VYO GUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO……….................................................................16**

**E.** ***Rusi asaba Bowazi*** **(3:1-18)……………………………………………………………………....17**
**IBIBAZO VYO GUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO…………………………………………….....20**

**F.** ***Bowazi acungura itongo rya Nawomi, aca atwarana na Rusi.*** **(4:1-12)……………………………...21**
**IBIBAZO VYO GUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO………….........................................................25**

**G. Ikiyago*: Bowazi na Rusi barongorana, bavyara umwana, hanyuma umuryango wa Nawomi usubizwa muburyo*** **(4:13-17-22)…………………………………………………………......26**
**IBIBAZO VYO GUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO……………………….................................28**

**H. Igice ca nyuma*: ibisekuruza vya Dawidi*** **(4:18-22)…………………………………………………..29**
**IBIBAZO VYO GUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO…………………………………………….....31**

**AHO TWAVYABUYE………………………………………………………………………………..31**

**UMWANDITSI ……………………………………………………………………………………......33**

Copyright © by Jonathan Menn 2022. All rights reserved.

## I. Intangamarara

### A. *Umwanditsi, umwaka, n'aho vyabereye mw'Isezerano rya Kera*

Inkuru ya Rusi yabaye mu gihe c'abacamanza, mu yandi majambo, inyuma y'ugutsindira igihugu c'i Kanani n'imbere yuko Sauli aba umwami wa mbere wa Isirayeli nko mu myaka ya 1050 imbere y'ivuka rya Yesu. Umwanditsi ntiyavuzwe uwo ari we. The *Talmud y'i Babuloni* (yanditswe nko mu myaka ya 200-400 inyuma y'Ivuka rya Yesu) iha, yitirira ico gitabu umuvugishwa n'Imana Samweli. Yamara, abashakashatsi benshi babishirako amakenga. Ico gitabu gishobora kuba caranditswe imbere yuko Dawidi aba umwami wa Isirayeli, kubera yuko ico gitabu kivuga kuri Dawidi kandi kigashiramwo n'igisekuruza ciwe canke inkomoko yiwe. Hejuru y'ivyo, naho biri uko, ivyiyumviro vyinshi n'impari nyinshi vyaratanzwe ku bijanye n'imyaka itandukanye, guhera ku ntwaro ya Dawidi gushika mu kiringo c'inyuma y'Ukwambukanwa (raba Block 1999: 590-98). Uwo ari we wese yanditse ico gitabu yari umuntu azi gutera inkuru n'ukugene yabaye. Kanatsinda, Robert Alter, umwigisha karuhariwe w'Igiheburayo hamwe n'ukugereranya ivyanditswe, avuga kuri uwo mwanditsi nk'aho ari "umwe mu bantu ba mbere b'ubuhinga bw'ukwandika mu banditsi ba Bibiliya bose" (Alter 1981: 58).

Ukwinjizwa Kwa *Rusi* mu bitabu bigize Bibiliya ntibiharirwako. Yamara, aho ashirwa muri ivyo bitabu haratandukanye dufatiye kuri Septuagint (LXX), mu yandi majambo, uguhindurwa kwa Bibiliya y'Igiheburayo mu Kigiriki, kwaheze mu mwaka wa 135 imbere y'ivuka rya Yesu, Isezerano rya kera ry'Abakristo, na Bibiliya y'Igiheburayo. Kubera yuko **Rusi 1:1** havuga yuko iyo nkuru yabaye *"mu misi y'abacamanza,"* muri Septuagint hamwe n'urutonde rutondeka Isezerano rya kera rw'Abakristo, igitabu ca *Rusi* kiza inyuma y'igitabu c'*Abacamanza*. Yamara, kubera **Imig 31:10-31** hisunga cane *eset hayil* ("umugore aroranye w'ingeso nziza") kandi kubera Rusi yitwa *eset hayil (*umugore aroranye*)* muri **Rusi 3:11**, Bibiliya y'Igiheburayo ishira igitabu ca Rusi inyuma y'igitabu c'*Imigani*. Mu nyuma idini ry'Ikiyuda (mu yandi majambo guhera mu kinjana ca 12 inyuma y'ivuka rya Yesu) harimwo *Rusi* nka kimwe mu bitabu bitanu (vyiswe Megilloth) gisomwa mu misi mikuru itandukanye y'Abayuda.

### B. *Iciyumviro ngenderwako*

Inkuru ya *Rusi* si inkuru ikomeye gusa y'urukundo ariko kandi yerekeranye n'ibintu vyinshi bikomeye. Ico gitabu kivuga ku vyago vyabaye mu muryango wa Nawomi no kugusubizwa mu buryo kw'umuryango wa Nawomi. Iciyumviro ca *hesed* (ukwishikana kwubakiye ku migenderanire y'urukundo) hamwe n'igkorwa, uruhara rw'umucunguzi wa hagufi (*go'el*) ni vyo bigize ivyiyumviro nyamukuru mu gusubiza mu buryo w'ivy'uwo muryango. Ivyago vy'uwo muryango n'ukugarukanwa mu buryo kw'uwo muryango, biri munteguro nini y'Imana kw'ihanga rya Isirayeli n'integuro yayo ifitiye isi yose. Ni co gituma, igitabu ca *Rusi* gifitaniye isano kanaka n'igitabu ca *Habakuki*, kivuga ku karenganyo k'amahanga, ububisha, n'ivyago n'akaga, hamwe n'igitabu ca *1 Petero*, kivuga ku guhamwa n'amarushwa ari yo mibabaro biciye mu nteguro nini Imana ifitiye isi yose. *Rusi* vyongeye avyura ibibazo vy'urukoba, ubwoko, igitsina n'ukugene Imana yashizemwo abo "hanze" nka kimwe mu bikomeye kigize integuro yayo y'isi yose. Ubwa nyuma, ko ivyabaye n'ibikorwa bisa n'uko ari "ibipfa gushika uko nyene, ata kundi vyari kugenda," ataho tubona Imana yiyerekana canke ngo ikore ikintu kidasanzwe kigaragara, hamwe n'ukubaho kw'ibintu vyinshi novuga "vyashitse uko nyene giturumbuka" bikenewe muri iyo nkuru, vyerekana ko Imana ari yo iri inyuma y'ivyo bintu uko vyabaye kwose; muri izo nzira, *Rusi* ni icirore c'igitabu ca *Esiteri*.

### C. *Ukugene igitabu cubatse n'inca make*

Iyo nkuru yavuzwe nko mu rukurikirane rw'ibikorwa ndwi. Urwinjiriro ni rwo rwerekana ivyariko biraba kandi rukavuga ivyabaye: urupfu rw'umugabo wa Nawomi n'urupfu rw'abahungu biwe, bimusiga ata cepfo ca ruguru, ata n'umwe wo kumufasha no kumwitaho. Ibikorwa vyakurikiye vyerekana ukugene ivyo vyabaye vyatorewe umuti urama. Amajambo yo guherezako yerekana umuti watorewe icabaye mu rwinjiriro rw'igitabu n'ukugene Nawomi yasubijwe mu buryo no mu gateka no mu buzima kandi akaba mu bitayega biciye mu kwubakana kw'abandi bantu babiri bakomeye muri ico gitabu, Rusi na Bowazi, n'ukuvuka kw'umuhungu wabo Obedi. Urukurikirane rw'inkuru y'igisekuruza rwerekana urunganwe rugera kuri cumi uhereye kuri Peresi, ugashika kuri Obedi, no gushika ku mwami Dawidi.

Nk' uko iyi ncamake ikurikira ibigaragaza, umwanditsi ni umuhinga akomeye azi gutera inkuru kandi akaba n'umuhinga w'ukwandika amakuru. Ibi bigaragarira mw'ikoreshwa ry'igarukagaruka ry'ivyiyumviro ari ryo twita Kiyasume muri ico gitabu cose. Igaruka garuka n'ibangabanganwa biboneka igihe n'imiburiburi ivyiyumviro bibiri bisubirwamwo mu buryo bunyuranye, mu yandi majambo, muri ubu buryo: A-B-B'-A'. Kiyasume, Chiasm, nk'uko biri muri iki gitabu ca *Rusi*, harimwo ikintu ata co cogereranywa co hagati na hagati ico ibindi vyose bikomokako canke vyubakiyeko, mu yandi majambo, A-B-C-B'-A'; ico kintu co hagati na hagati

Copyright © by Jonathan Menn 2022. All rights reserved.

gishobora kuba ari co ciyumviro nyamukuru. Kiyasume, Chiasm ikora mu buryo bwinshi: (A) bivyara Kubica hirya no hino kandi bikavyara n'ibintu vyiza; (B) bidufasha kugumiza ijisho ku ciyumviro nyamukuru; (C) bidufasha gushira umuco no gutanga insiguro; (D) bishimangira iciyumviro nyamukuru kandi bidufasha kugumiza ijisho no gukurikirana iciyumviro nyamukuru bitarinze kugorana; (E) bidufasha kubona amasano mashasha y'ibifatanye n'ivyo canke kubona ibitandukanye n'ivyo.

Si kiyasume yonyene iri hagati y'ibigabane bikuru bikuru vy'ico gitabu, ariko kandi hariho ukubangabangana kungana kuri hagati y'ibigabane vyo mu ntango n'ibigabane vyo mu mpera y'ico gitabu muri rusangi. Ni co gituma, uko gusa kuri hagati y'urwinjiriro, urwinjizo n'ivyongeweko ari yo majambo yo guherezako kuragaragara: urwinjiriro canke urwinjizo rutanga ido n'ido ry'ikigoyi, urupfu, amakuba, amagorwa yashikiye Nawomi n'umuryango wiwe; ivyongeweko bitanga ido n'ido ugushitswa, ubuzima bushasha, n'uburumbuke bw'umuryango. Ikigabane ca kabiri (II) n'ikigabane gishira ica nyuma (VI) na vyo nyene birasa: muri ivyo bigabane vyose bibiri incuti zibiri, abantu babiri bafitaniye ico bapfana ba Nawomi bahanganye n'ikibazo c'uguhitamwo kumufasha (Orepa na Rusi; Bowazi n'umucunguzi wa hagufi). Aho hose, izo ncuti zose ziripfuza, zirashaka gufasha, ariko hamwe hamwe muri aho, umwe mu ncuti za hagufi aca yidohora igihe ikibazo c'ukwubaka, c'ukurongora canke ukurongorwa cinjiyemwo, kivuzweko. Vyongeye, muri ivyo bihe vyose, Rusi ahabwa umugisha: awuhabwa na Nawomi mu kigabane ca II kandi akawuhabwa n'abagore b'i Betelehemu mu kigabane ca VI. Hariho kandi ugushusha kuri hagati y'ikigabane ca gatatu (III) n'ibigabane vya gatatu bishira ica nyuma (V): ikigabane ca III kivuga ku gushika kwa Nawomi na Rusi i Betelehemu. Ivyo vyashitse mu ntango y'igenya rya Sayiri (**1:22**), aho ikigabane ca V cashitse mu gihe *"c'igosorwa rya sayiri"* (**3:2**). Ikibazo c'abagore, *"Mbega uyo yoba ari Nawomi?"* (**1:19**) kibonekera mu kibazo cabajijwe na Bowazi, *"Uri nde?"* (**3:9**). Mu kigabane III Nawomi na Rusi bashika i Betelehemu (**1:22**), kandi mu kigabane ca V Rusi ashika i Betelehemu (**3:15**); iryo jambo nyene ry'Igiheburyayo rikoreshwa aho hose ku vyabaye. Mu kigabane ca III Nawomi ata ivyizigiro, arihebura, *"Navuye ino ninahaye, Uhoraho angarukanye i wacu ndi imbokoboko"* (**1:21**); mu kigabane ca V Rusi yagiye guhumba ataco afise mu ntoke, ari imbokoboko, ariko agaruka kwa Nawomi afise umukama ushemeye, uninahaye, Bowazi yamubariye ati, *"Ntiwosubira kwa Nyokobukwe ata co ufise"* (**3:17**). Ikigabane co hagati na hagati (ikigabane ca IV), igihe Rusi na Bowazi bahwana, ni naho ibintu vy'iyo nkuru vyose vyagiye guhindukira.[1]

Ubuhinga bw'ukugene ico gitabu canditswemwo *nk'inkuru* vyongeye bubonekera mu buryo ukugene iyo nkuru ishikirizwa "bigaragara yuko ishaka gushiraho no kugumiza ijisho ry'umuntu ku nyota y'ukuguma akwirikirana ivyabaye kugira ngo arabe iyo bizoherera. Ico gitabu cose cubatswe muri ubwo buryo kugira ngo mbere no mu mpera y'ikigabane ca gatatu, abavyandikiwe canke abariko barakwirikirana iyo nkuru bagumane iyo nyota yo kumenya ivyo bintu iyo bizoherera: ukugene ikibazo gikomeye c'umupfakazi coshobora guhinduka no guhindurwa, kigatorerwa umuti urama. Hejuru y'ivyo, ibigabane vyisangije ico bivuga (ururorero, uguhumba mu murima kwa Rusi, ugusaba ko Bowazi yomurongora, ibijanye n'amategeko y'ukugene bigenda kwabereye kw'irembo ry'igisagara) vyashizwemwo, vyanditswe muri ubwo buhinga kugira ngo bigumizeho inyota y'abavyumviriza n'ababisoma igihe kirekire gishoboka." (Dorsey 1999: 128) Yamara n'ubwo iyo nkuru yanditswe mu buhinga bukomeye irafise ikintu nyamukuru itumbereye gushikako: ukutava ku ntumbero, canke ukudata intumbero kwa Rusi ntikwamuzaniye gusa umuti n'inyishu y'ikibazo ciwe, ubwitonzi, ukugenza buhoro, n'ukwumira kuri Nawomi n'ukugira neza kwa Bowazi n'ukugira umutima wagutse kwa Bowazi, ariko kandi vyavyaye "uburangamutima bwiza bwerekanye na Rusi na Bowazi burashobora gukoreshwa n'Imana kugira ngo buhindure, buhindukize imigisha y'umuryango wose; canke mbere imigisha y'igihugu cose, nk'uko vyerekanwa n'ivyabaye mu nyuma kuri iyi nkuru—ingoma ya Dawidi" (Dorsey 1999: 128).

Iki gitabu rero gishobora gucibwa ku masonga muri ubu buryo bukurikira:[2]

**I. <u>Urwinjiriro, igihe, ivyariko biraba, aho vyabereye, abo vyabayeko, akaga n'amakuba: Nawomi abura umuryango wiwe</u> (1:1-5)**

A. <u>Igihe ivyo vyabereye:</u> *"Mu misi y'intwaro canke inganji y'abacamanza"* (**u. 1a**)

**B.** <u>Ivyariho ico gihe:</u> *"hariho kigoyi mu gihugu"* (**u. 1a**)

**C.** <u>Icabaye:</u> umugabo w'i Betelehemu h'i Buyuda bo n'umugore wiwe n'abahungu biwe bompi basuhukira mu gihugu c'i Mowabu (**u. 1b**)

**D.** <u>Abagize, abavugwa muri iyo nkuru:</u> Amazina yabo ni Elimeleki, Nawomi, Mahaloni, na Kiliyoni (**u. 2a**)

[1] Ibi bintu vyarahanahanyweko ivyiyumviro muri Dorsey 1999: 121-28.

[2] Gow 1992: 29, 31, 46, 64, 81, 82 na we nyene yaciye ku masonga ico gitabu muri ubu buryo nyene kuri **1:1-7b, 1:7c-19a, 1:22b-2:23, 3:1-18, 4:1-11b**, and **4:11c-17**.

Copyright © by Jonathan Menn 2022. All rights reserved.

**C'.** <u>Aho vyabereye:</u> Abanyefurata b'i Betelehemu h'i Buyuda baja i Mowabu babayo (**u. 2b**)
**E.** <u>ivyago, akaga:</u> Elimeleki arapfa Nawomi asigarana n'abahungu biwe babiri (**u. 3**)
**F.** <u>Akaruhuko:</u> Abahungu biwe barongora abagore b'Abanyamowabukazi (Orupa na Rusi) kandi babayo nk'imyaka 10 (**u. 4**)
**E'.** <u>Icago gikomeye kurushiriza:</u> abahungu barapfa Nawomi abura abahungu biwe babiri yongera abura n'umugabo wiwe (**u. 5**)

**II. <u>Rusi ahitamwo kugumana na Nawomi</u> (1:6-19a)**
**A.** <u>Intangamarara:</u> Nawomi, Orupa, na Rusi bava hasi ngo baje i Betelehemu (**imirongo ya 6-7**)
**B.** Nawomi yinginga Orupa na Rusi "gusubira i wabo i muhira iyo barongowe bava" (**imirongo ya 8-9a**)
**C.** Abo bakazana bose baranka gusubira i wabo iyo barongowe bava: Nawomi arabagumbira, arabasoma, baraturikisha bararira, baranka kumuva inyuma, baranka kugenda (**imirongo ya 9b-10**)
**D.** Nawomi aguma abinginga ngo basubire mu ngo za ba nyina izo barongowe bavamwo: nta vyizigiro vyo kuzoronka abagabo, vyo kuzorongorwa, kandi Nawomi afise umururazi kubera ukuboko kw'Uhoraho kwaramvuriye kungwanya (**imirongo ya 11-13**)
**C'.** Orupa aremera kumuva inyuma, aremera gusubira i wabo, ariko Rusi ararahira kutavirira no kutava inyuma Nawomi: baraturikisha <u>bararira</u>, Orupa agumbira, asoma Nawomi, Rusi ararahira, aranka kumuva inyuma (**u. 14**)
**B'.** Nawomi yongera kwinginga Rusi ngo "asubire i wabo iyo yarongowe ava," ariko Rusi aramurahira, aranka gutandukana na Nawomi mbere yifatanya n'abantu ba Nowomi, ihanga rya Nawomi n'Imana ya Nawomi abigira ivyiwe (**imirongo ya 15-18**)
**A'.** <u>Indunduro:</u> Nawomi na Rusi bafata urugendo bashika i Betelehemu (**u. 19a**)

**III. <u>Nawomi na Rusi bashika i Betelehem</u>u (1:19b-22)**
**A.** Nawomi na Rusi *"bashitse i Betelehemu"* igihugu cose, igisagara cose kirashwabaduka (**u. 19b**)
**B.** *"Ntimube mukinyita Nawomi; ariko munyite Mara"* (**u. 20a**)
**B(1).** *"Kuko <u>Rugira vyose</u> ivyo yangiriye vyambereye umururazi"* (**u. 20b**)
**B(2).** *"Navuye ino ninahaye, <u>Uhoraho</u> angarukanye i wacu ndi imbokoboko"* (**u. 21a**)
**B'.** *"Munyitira iki Nawomi?"* (**U. 21b**)
**B(2)'.** *"<u>Rugira Vyose</u> yanteye ivyago"* (**u. 21c**)
**B(1)'.** *"<u>Rugira Vyose</u> akaba yanteye ivyago"* (**u. 21d**)
**A'.** Nawomi na Rusi *"bashika i Betelehemu"* mw'itangura ry'igenya rya sayiri (**u. 22**)

**IV. <u>Rusi ahura na Bowazi</u> (2:1-23)**
**A.** <u>Intangamarara:</u> Rusi abwira Nawomi integuro ziwe z'uguhumba uduhumbwa (**imirongo ya 1-2**)
**A(1).** Nawomi yari afise *"mwene wabo w'umugabo wiwe, umuntu akomeye w'umutunzi wo mu muryango wa Elimeleki"* (**u. 1a**)
**A(2).** *"Izina ryiwe ni Bowazi"* (**u. 1b**)
**A(3).** Rusi yipfuza guhumba uduhumbwa mu biyogori, mu bibuba vyiwe *"Nkurikire uwongirira ubuntu"* (**u. 2**)
**B.** Rusi arasohoka aja guhumba uduhumbwa, ashika, arenguka ku murima wo mw'itongo rya Bowazi (**u. 3**)
**B(1).** Yahereye mu <u>gatondo</u> (raba **u. 7**)
**B(2).** Biboneka ko ata cizere c'uko bizorama, canke c'umutekano, ko bizoba mu mahoro
**C.** <u>Bowazi arashika yumva ivyerekeranye na Rusi:</u> ni wa Munyamowabukazi yazananye na Nawomi; yasavye kumwemerera guhumba, kandi yahereye mu gatondo gushitsa n'ubu, atari akanya gatoya yaruhutse (**imirongo ya 4-7**)
**D.** <u>Rusi na Bowazi barabonana:</u> Bowazi amusaba kuguma ahumba mu mirima yiwe; ko niyo yaba anyotewe agende anywe ku mibindi abahungu bavomye ata nkomanzi; Bowazi yari yarumvise ivyo Rusi yakoreye Nawomi

Copyright © by Jonathan Menn 2022. All rights reserved.

vyose n'ukugene yavuye mu bwoko bwiwe, mu bantu biwe, mu muryango wiwe bwite aravuga ati; "Uhoraho aze abigushumbushe, aze abiguguhembere bihebuje!" (**imirongo ya 8-13**)

**C'.** Bowazi atumira Rusi gufatanya na we n'abagenyi biwe gusangira: ararya, arahaga, arasigaza (**u. 14**)

**B'.** Rusi yongera ava hasi aja guhumba udusigazwa, uduhumbwa mu murima wa Bowazi (**imirongo ya 15-17**)

**B(2)'.** Ashigikirwa na Bowazi kandi aramukingira (**imirongo ya 9, 15-16**)

**B(1)'.** Arahumba muri ico kibuba gushitsa ni kera, ashitsa ku mugoroba (**u. 17**)

**A'.** Indunduro: Rusi asubira kwa Nawomi amubarira ivyamushikiye vyose, ivyamubayeko vyose (**imirongo ya 18-22**)

**A(3)'.** Rusi yereka Nawomi utwo yegeranije dukomotse mu guhumba kwiwe mu murima wa Bowazi, Nawomi aravuga ati, *"Uwakubabaye aragahezagirwa,"* kandi Rusi abwira Nawomi abo bakoranye (**imirongo ya 18-19a**)

**A(2)'.** *"Nyen'umurima nakozemwo uyu musi yitwa Bowazi"* (**u. 19b**)

**A(1)'.** *"Uwo mugabo ni uwo mu muryango wacu wo hafi, ni umwe wo mu bacunguzi bacu"* (**u. 20**)

**V. Rusi asaba ubucuti buzovyara ukurongorwa na Bowazi** (**3:1-18**)

**A.** Nawomi agira inama Rusi bakiri i muhira ivyo akwiriye gukora (**imirongo ya 1-5**)

**B.** Rusi ava kwa Nawomi aja ku mbuga bagosorerako sayiri: ngaho akwirikiza impanuro za Nawomi n'ivyo yamutekereye (**imirongo ya 6-7**)

**C.** Bowazi yikangura asanga Rusi aryamye ku birenge vyiwe: amusaba kumworosa umwambaro wiwe (**imirongo ya 8-9**)

**D.** Bowazi yemerera Rusi ivyo amusavye (**imirongo ya 10-13**)

**C'.** Bowazi na Rusi bavyuka mu gaturuturu Rusi akiryamye ku birenge vyiwe: Ingabire yiwe (**imirongo ya 14-15c**)

**B'.** Rusi ava ku mbuga basekurirako bagosorerako sayiri asubira kwa Nawomi: aho atanga icegeranyo c'ivyaraye bibaye vyose (**imirongo ya 15d-17**)

**A'.** Impanuro Nawomi yatekereye Rusi bari muhira, ivyo Nawomi yabariye Rusi bari i muhira (**u. 18**)

**VI. Bowazi acungura itongo rya Nawomi maze yakirana na Rusi** (**4:1-12**)

**A.** Abashingantahe b'igisagara bicara kw'irembo ry'igisagara: kugira ngo bumve ico Bowazi avuga cerekeranye na Rusi (**imirongo ya 1-2**)

**B.** Bowazi ashikiriza ikibazo ciwe: aha mwenewabo akaryo ko gucungura itongo rya Nawomi (**imirongo ya 3-4b**)

**C.** Umucunguzi wa hagufi wa mbere, inyishu yiwe ihumuriza: *"Nzoricungura"* (**u. 4c**)

**D. Ivyo** Bowazi yaciye avuga vy'uko ugucungura itongo rya Nawomi bijana n'ukurongora Rusi Umunyamowabukazi (**u. 5**)

**C'.** Inyishu y'uwo mucunguzi wa hagufi ya kabiri, yahakanye kurongora Rusi, gutwarana na Rusi: *"Ubwanje sinshobora kuritora"* (**imirongo ya 6-8**)

**B'.** Bowazi asozera iciyumviro ciwe: acungura itongo rya Nawomi maze yakira na Rusi aramurongora (**imirongo ya 9-10**)

**A'.** Abashingantahe bakoranira, bicara kw'irembo ry'igisagara: bahezagira isezerano ry'ukwubakana kwa Bowazi na Rusi (**imirongo ya 11-12**)

**VII. Gusozera: Bowazi na Rusi barabirana, bavyara umuhungu, umuryango wa Nawomi usubira kugira iteka** (**4:13-17**)

**A.** Bowazi yabira, arongora Rusi bavyarana umwana w'umuhungu (**u. 13**)

**B.** Abagore bahezagira uwo mwana: *"Izina ryiwe ni ribe rurangiranwa mu Bisirayeli"* (**u. 14**)

**C.** Abagore babarira Nawomi ko umwana *"azosubiza intege mu bugingo bwawe, kandi azogutunga ugeze mu zabukuru"* (**U. 15a**)

**D.** Ishimwe rya Rusi *"umukazana wawe aragukunda, akakurutira abahungu ndwi wovyaye"* (**u. 15b**)

Copyright © by Jonathan Menn 2022. All rights reserved.

**C'.** Nawomi ahitana uwo mwana amubera umurezi (**u. 16**)
**B'.** Abagore bita uwo mwana izina: *"Bamwita Obedi"* (**u. 17a**)
**A'.** Uwo muhungu aba se wa Isayi, Isayi se wa Dawidi (**u. 17b**)

**VIII. Ubwanyuma: Igisekuruza, amamo, inkomoko ya Dawidi:** urunganwe rugera kuri cumi, guhera kuri Peresi gushika kuri Dawidi (**4:18-22**)

## II. Ico tuvuga kuri Rusi[3]

**A.** ***Urwinjizo, rwinjiriro: igihe vyabereye, ivyariko biraba, ivyariho, aho vyabereye, abavugwamwo, n'ivyago vyabaye: Nawomi abura abo mu muryango wiwe* (1:1-5)**

***[1] Mu misi y'abacamanza ikigoyi cateye mu gihugu. Nuko umugabo w'i Betelehemu h'i Buyuda asuhukira mu gihugu c'i Mowabu, bo n'umugore wiwe n'abahungu biwe bompi babiri. [2] Uwo mugabo yitwa Elimeleki, umugore wiwe yitwa Nawomi, abahungu biwe bompi umwe yitwa Mahaloni uwundi yitwa Kiliyoni, bari Abanyefurata b'i Betelehemu h'i Buyuda. Bashika mu gihugu c'i Mowabu, babayo. [3] Elimeleki umugabo wa Nawomi arapfa, asigarana n'abahungu biwe bompi uko ari babiri. [4] Babira Abanyamowabukazi; umwe yitwa Orupa uwundi yitwa Rusi bamarayo imyaka nk'icumi. [5] Maze Mahaloni na Kiliyoni bompi barapfa, uwo mugore abura abana biwe bompi, n'umugabo wiwe.***

**Imirongo ya 1-2:** igihe, ivyariko biraba, ivyabaye, aho vyabereye, abo vyashikiye, abavugwa muri iyo nkuru

Septuagint (LXX), Igitabu c'Isezerano rya Kera cahinduwe mu rurimi rw'Ikigiriki n'abahinga 70 caheze gusobanurwa muri urwo rurimi hafi y'imyaka 100 imbere yuko Yesu aza muri iyi si, rishira igitabu ca *Rusi* inyuma y'igitabu c' *Abacamanza*, atari kubera inkuru ivugwa mu gitabu ca Rusi yabaye *"mu misi y'abacamanza,"* ariko vyongeye ni kubera Rusi anyuranije n'inkuru ya nyuma dusoma mu gitabu c'**Abacamanza 19-21** aho ibintu vyose vyakorwa nabi. Ikiringo c'abacamanza cari igihe cuzuyemwo umuryano; **Abac 21:25** haherahereza ico gitabu mu kuvuga gurtya, *"Muri iyo misi Abisirayeli nta mwami bari bwagire: umuntu wese yakora ico yigombeye"* (raba kandi **Abac 17:6**). Ku rundi ruhande na rwo, K. Lawson Younger avuga ati, "Iryungane ryugurura igitabu ca [Rusi] rigize igisa n'ivyavuzwe kuri kahise ka Dawidi kuri 4:17b kugira ngo ahantu hari habuze uburongozi, vyigaragaza mu misi canke ikiringo c'abacamanza, ico kibazo gitorerwe umuti ku mwami adasanzwe yari yitezwe canke yasabwa, Dawidi" (Younger 2002: 413).

Amajambo *"hateye kigoyi mu gihugu"* arongera akavugwa n'ahandi hantu nk'amajambo aboneka gusa mw' **Itang 12:10** no mw'**Itang 26:1**. Aho hantu harimwo Aburahamu aja muri Egiputa na Isaka aja i Gerari mu gihugu c'Abafilisitiya. Hamwe hamwe hose muri ivyo bihe, Aburahamu na Isaka barabeshe ku bijanye n'abagore babo, bavuga yuko ari bashiki babo (raba **Itang 12:11-13; 26:7**). Yamara, nubwo babeshe, yari integuro ntavugirwamwo y'Imana yo kuzohezagira abantu bayo, kandi Imana izokorera ngaha nyene muri ico cago naho cabaye ikibazo kidasanzwe ku muryango wa Nawomi. Ugufatanya ivyo vyabaye n'ibivugwa mu **Gus 28:1-12, 15-24, 48** (kigoyi cari kimwe mu mivumo ikomotse ku kutumvira Imana) kandi ko igihe c'abacamanza cari kigizwe, kirangwa n'ukutumvira (raba **Abac 2:16-21**) vyerekana yuko kigoyi kivugwa muri **Rusi 1:1** cari nk'igihano gikomotse ku kutumvira.

Amazina ya bamwe mu bavuzwe yari afise insiguro. Elimeleki risigura "Imana ni Umwami wanje"; Nawomi rikomotse mu muzi w'ijambo risigura "ciza," "kibereye" "kininahaye" (raba Harrison 1989: 182). Mahaloni na Kiliyoni yoyo ntasobanuritse neza turavye imizi yayo majambo kandi ayo mazina ntaho agaragara mu yandi mazina yariho mu bice vyo muri Asiya yo hagati yo mu buseruko ya Kera; ashobora kuba ari amazina yiyumviriwe agashirwaho asigura "umurwayi, ingwara" hamwe n' "akaheze canke icakoreshejwe, cononywe, cishwe, urupfu," kubw'ivyo "mu buryo bufobetse vyerekeza ku kwunyuka kw'icago n'akaga cari vyari bigeye gushikira, no kuba kuri Nawomi" (Younger 2002: 415). Co kimwe, insiguro z'amazina Orupa, Rusi, na Bowazi nay o nyene ntazwi inkomoko neza.[4]

Kuva i Betelehemu ugasuhukira i Mowabu kubera inzara harimwo agakekezo kanaka. Izina Betelehemu ubwaryo risigura "inzu y'ivyo kurya." Ikindi, i Betelehemu haronka imvura nyinshi irengeye iyirwa mu gihugu c'i Mowabu (kuko aho hari mu buseruko bw'Ikiyaga c'Umunyu). Ukwimura umuryango kwa Elimeleki awukuye i Betelehemu akawujana i Mowabu (igihugu camye ari umwansi wa Isirayeli), aho bazoba inyambukira

[3] Uretse nimba hari ikindi kintu gihushanye, the English Standard Version niyo izokoreshwa muri iyi nsiguro.
[4] Bowazi aboneka gusa muri Rusi nk'izina ry'umuntu. Ariko, umwe mubantu babaye nk'inkingi imbere yuko ingoro yubakwa na Salomon yitwa Bowazi (**1 Kgs 7:21**).

Copyright © by Jonathan Menn 2022. All rights reserved.

n'abakavantara mu gihugu c'amahanga si igikorwa c'ubwizigirwa co kugumana no kwizigira izina ryiwe risigurwa "Imana ni umwami wanje." Agakekezo k'ivyabaye karashimangirwa n'ukugene amajambo umwanditsi yakoresheje yubatswe. Younger avuga ati, "uwateye iyo nkuru asa n'uwereka umusomyi w'iyo nkuru yuko mu banyabetelehemu bose bashikiwe n'ico kigoyi, uwo mugabo wenyene n'umuryango wiwe nib o barondeye gusuhukira, no guhungira mu "gihugu" (*sadeh*) c'i Mowabu. Ijambo *sadeh* ni ijambo ry' 'indimo ndimwa, igihugu ndimwa canke itongo.' Mu nyuma [muri **Rusi 4:3**] umusomyi agundura yuko mu buryo bw'agakekezo uwo mugabo 'yataye' *sadeh* i Betelehemu kugira ngo asuhukire i *sadeh* h'i Mowabu. " (Younger 2002: 415)

**Imirongo ya 3-5:** Icago: Nawomi abura, apfisha umuryango wiwe

Abantu benshi bakunda kuringanisha 1:1 nk'aho hari imigenderanire iri hagati y'icaha n'ibintu bibi bishika mu buzima bw'umuntu (mu yandi majambo, ibintu bibi canke ibihe bibi bishikira umuntu bitegerezwa kuba ari igihano c'Imana gikomotse ku caha yakoze). Iciyumviro nk'ico si ukuri na gato, kandi ntigikomoka muri Bibiliya ku vy'ukuri. Nubwo ingaruka mbi *zishobora* kuba zakomotse ku caha, igitabu ca *Yobu*, **Yohana 9**, hamwe n'ibindi bisomwa bitari bike bigaragaza yuko ibihe bibi canke ibintu bibi mu buzima bw'umuntu bitavana na gato n'icaha aba yakoze kandi si itegeko ko aba ariko "arishura" ivyaha yakoze. Ivyanditswe vyinshi vy'Abayuda vyegeka urupfu rwa Elimeleki, Mahaloni, na Kiliyoni ku kuba baravuye mu gihugu c'Ubuyuda hamwe n'uko abo bahungu barongoye abanyamowabukazi. Yamara, Bibiliya ntiyerekana neza ko kurongora abanyamowabukazi hamwe no kubva mu gihugu c'Ubuyuda ugasuhukira mu gihugu c'i Mowabu ko vyari ivyaha kandi Bibiliya ntiyerekana icatumye abo bantu bapfa.[5] Nubwo ukurongora abagore b'Abanyekananikazi vyari bibujijwe (**Gus 7:1-3**), ukurongora Abanyamowabukazi ntivyari bibujijwe.[6] Yamara, Abanyamowabu ntibari bemerewe kuja mw'ikoraniro ry'Uhoraho, n'uruvyaro rw'abakomotse mu kurongorana kw'umugabo w'Umwisirayeli n'Umunyamowabukazi ntirwashobora kwinjira mw'ikoraniro ry'Uhoraho kugeza ku runganwe rugira cumi (**Gus 23:3; Neh 13:1-3**).

Urupfu rwa Elimeleki, Mahaloni, na Kiliyoni rwasize Nawomi mu bihe bigoye cane *bidaciye mw'ikosa na rimwe yari yakoze*. Abagore benshi bo mw'isi ya kera ntibari barize canke barasomye canke ngo bige no gukora ibintu vy'utugenegene bakoresheje amaboko yabo kugira ngo bashobore kwibako no kwibeshaho. KO Nawomi yari gushobora kwongera kurongorwa no kwongera kuvyara abandi bana vyari Kure nk'ukwezi (raba **Rusi 1:11-12**). Ikindi, ni umunyamahanga. R. K. Harrison avuga yuko muri ico gihe n'aho hantu, "utagira umuntu w'umugabo akuronsa ivyo ukeneye, umupfakazi yaca aba ntahonikora kandi abantu baca bamufata nabi bishimikije ko ari ntahonikora, ntaco yimariye, kandi iyo adashboye kuronka umuryango abamwo kandi ashobora gukorermwo, yaca ahinduka mayibobo, agasegerereza, akadandaza umubiri, akabeshwaho n'ubusambanyi, kandi kenshi na kenshi yicwa n'inzara" (Harrison 1989: 182). Ni co gituma, ivyabaye kuri Nawomi bigoye gutahura. Nimba abantu batizera yuko hariho 1:1 Imigenderanire iri hagati y'imibabaro n'icaha, aho rero kenshi na kenshi dukunda kwegeka imibabaro ku bintu bikomeye bitaboneka nk'ukuntu ibintu bimeze, kamere, ku kugene Ibiza biba hamwe n'uko bipfa gushika ata kibitumye. Ivyo vyongeye si ko Bibiliya ibivuga. Bibiliya ishira ibitubako ku bugombe n'ukwigenga kw'Imana. Ku vyabaye kuri Nawomi, mu buryo bunyuranye n'ivyabaye *kuri Yobu*, ntitubona Imana yiyerekana ubwayo, kandi Bibiliya ntitubarira icatumyeElimeleki, mahaloni na Kiliyoni bapfa. Nubwo vyagenze uko, Imana iracari yo ibigira ikabigirura. Nta kiba na kimwe itakizi canke itacemereye. Ivyabaye kuri Nawomi n'umuryango wiwe ntivyari vyerekeye, ntivyari bitumbereye Nawomi ubwa mbere—nk'uko n'ingorane zacu zitaba zerekeje kuri twebwe ubwa mbere. Ahubwo, ivyabaye kuri Nawomi n'umuryango wiwe kandi n'ibiba kuri twebwe bigize igice kinini c'Imana c'integuro yayo yashizeho kugira ngo yiheshe icubahiro.

Ingorane n'akaga Nawomi yarimwo ni akarorero gakomeye k'ishengero ry'uyu musi. Ishengero rya mbere ryari rizi insiguro yo kwitwararika abakene (n'impfuvyi), mu yandi majambo, ba ntahonikora n'abatagira shinge na rugero mu kibano. **Yak 1:27** avuga ati, *"Idini itunganye itagira agasembwa imbere y'Imana Data wa twese, ni ukuraba impfuvyi n'abapfakazi mu marushwa yabo no kwirinda ngo ntiwanduzwe n'ivy'isi."* ijambo ryahinduwe "idini" muri uyu murongo ni *thrēskeia* rifatira ku "bigirwa vyose mw'ishengero canke gutazira Imana" (Zodhiates 1993: *"thrēskeia,"* 742). Mu yandi majambo, ayo majambo ariko aravuga ku bikorerwa vyose mw'ishengero vyerekeranye n'idini bifise agaciro imbere *y'Imana*. Abantu bakora ibintu vyinshi bitandukanye bijanye n'idini canke imigirwa y'ishengero: bamwe barapfukama (bagacunya amavi canke bakikora kw'ivi rimwe canke bagapfulamika ivi rimwe rigakora kw'isi kugira ngo berekane ko baciye bugufi, abandi bakunamira umusaraba); abandi na bo bagakora urumenyetso rw'umusaraba; abandi na bo bagatarika amaboko igihe baba bariko barasenga; abandi na bo bakunamika imitwe, bagahumiriza, bandi na bo bakanyuranya amaboko n'ibindi vyinshi bikorwa mu mashengero. Yakobo ariko aravuga yuko ibintu nyamukuru mu vy'ukuri canke imigirwa

[5] **Rusi 4:10** havuga ko Rusi yari umugore wa Mahlon; hanyuma, Orpah nawe akaba umugore wa Chillion.

[6] Abanyamowabu bakomoka mu ruvyaro rw'imibonano mpuzabitsina itabere n'umukobwa wiwe mukuru (**Itang 19:33**).

Copyright © by Jonathan Menn 2022. All rights reserved.

Imana yishimira kandi Imana iha agaciro si ugupfukama si ugucumya integesi ukwunamika umutwe, n'ibindi, ariko ni *"ukugendera, ni ukuraba impfuvyi n'abapfakazi mu marushwa yabo no kwirinda ngo ntiwanduzwe n'ivy'isi"* (**u. 27**). Muri **1 Tim 5:3-16** Paulo atanga ibijanye n'ihame rikomeye ngenderwako, ibintu bikomeye ngenderwako vyavuzwe muri **Yak 1:27**, kandi akerekana neza ingene ishengero rishobora kwitwararika (mu yandi majambo "kwubaha") abapfakazi bakenye.[7] Uburyo bwa mbere bw'igikorwa c'ikibano mw'ishengero rya mbere kwari ukwitwararika no kugaburira abapfakazi bakenye (**Ivyak 6:1-6**). Ukugaburira no kwitwararika hamwe no kurazwa ishinga dutegerezwa kugaragaza ntibikwiriye kugarukira ku "mpfuvyi no ku bapfakazi gusa." Kanatsinda, "'impfuvyi n'abapfakazi' bari bagize mw'Isezerano rya Kera ikiranga ba ntahonikora n'abatagira shinge na rugero canke cepfo ca ruguru mw'isi" (Moo 1989: 1155). Muri Bibiliya yose kwitwararika aboro n'abakene birashimangirwa cane. Ishengero ritegerezwa kandi rikwiriye kwitwararika aboro n'abakene bizera (**Rom 12:13; 15:25-27; 1 Kor 16:1-4; 2 Kor 8-9; Yak 2:14-18; 1 Yoh 3:17-18**). Ishengero ritegerezwa vyongeye kwitwararika aboro hamwe n'abakene muri rusangi (**Kuv 23:10-11; Abalewi 19: 9-10; Gus 15:11; 24: 19-21; Zab 41:1; 112:5-6; Imig 14:21; 19:17; 22: 9, 22; 31:20; Yes 58:6-7; Ezek 16:49; Mat 25:31-46; Mariko 10:21; Luka 3:10-11; Rom 12:20; Gal 2:10; Ef 4:28; Yak 1:27**). Kwitwararika no kwitaho aboro n'abakene ni ikintu kigaragara cerekana ko dukunda Imana. Ni ikintu kigaragarira abantu, ikimenyetso kiboneka cerekana ikintu cabaye imbere mu mutima, ubuntu bw'impwemu mu bugingo bw'umuntu. Ico ni ico Yesu yita ibwirizwa, canke icagezwe ca "kabiri", *"Mukunde bagenzi banyu nk'uko mwikunda"* (**Mat 22:39**; raba kandi **Luka 10:27**). Turakwiriye kwibaza iki kibazo: turiko turakora iki mu buryo bugaragara kugira ngo twitwararike, dufashe ba ntahonikora, ba sinishobora n'abakene bari mu kibano cacu, canke mu gihugu cacu?

## IBIBAZO VYO GUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO

1. Mwibaza ko ari kubera iki abantu bakunda kwerekana ko 1:1 imigenderanire iri hagati y'icaha n'ibishikira abantu mu buzima bwabo (akarorero, ibihe bibi bitegerezwa kuba ari ingaruka y'igihano c'Imana kubera ivyaha umuntu yakoze)?

- None igitabu ca *Rusi* gifasha gute kwamirira Kure ico ciyumviro? Mbega hoba hariho ibindi bisomwa vya Bibiliya vyamirira kure iciyumviro nk'ico kivuga yuko ibibi bishikira umuntu kubera yakoze icaha?

2. Ko Imana iri hejuru y'ibiba vyose kandi ikaba yigenga—mbere ikaba iri hejuru y'ibibi vyose n'ibihe bibi abantu bacamwo mu bugingo bwabo—kandi ko ibintu vyose bishika ari ibiba bigize integuro y'Imana, vyoshobora gukoreshwa kugira ngo bidufashe mu marushwa yacu n'ibihe bibi tuba turiko turacamwo?

3. Nk'ishengero turiko turakora iki kugira ngo dushigikire, dufashe ba ntahonikora, n'abaakene bo mu kibano cacu?

**B.** ***Rusi ahitamwo kutavirira Nawomi*** (**1:6-19a**)

***6 Bukeye avana hasi n'abakazana biwe, kugira ngo ave mu gihugu c'i Mowabu asubire i wabo: kuko yari yumvise ari mu gihugu c'i Mowabu yuko Uhoraho yagendeye abantu biwe, akabaha ivyo kurya. 7 Ava aho hantu yari ari, bo n'abakazana biwe bompi, bajana inzira isubira mu gihugu c'i Buyuda. 8 Nawomi abwira abakazana biwe bompi, ati: Ni mugende musubire mu mazu ya ba nyoko: Uhoraho abagirire neza, nk'uko mwagiriye neza abahisi, bo nanje. 9 Uhoraho abahe gusubira kwubaka ingo mugire abagabo!" Arabagumbira, baraturikisha bararira. 10 Baramwishura bati Oya, ariko turasubirana yo nawe mw'ihanga ryanyu. " 11 Nawomi arabishura, ati Bakobwa banje, ni mwisubirire inyuma: ni iki gitumye mugomba kujana nanje? Hari abandi bana ngifise mu nda, ngo baze babe abagabo banyu? 12 Ni mwisubirire inyuma, bakobwa banje mwigire; kuko ndenze gucurwa. Iyo mba mvuzeho, nti Ndi n'ivyizigiro, ndeke naho noronka umugabo iri joro nyene nkazovyara abahungu; 13 mbega ivyo vyotuma mubarindira gushitsa aho bazokurira? Ivyo vyotuma mureka kurondera abagabo? Vyoye kuba birtyo, bakobwa banje, kuko muntera akagongwe, kuko ukuboko kw'Uhoraho kwaramvuriye kungwanya." 14 Barongera baraturikisha, bararira: Orupa agumbra inabukwe, ariko rusi we amugumako akaramata.***

***15 Nawomi aravuga ati: Raba mugenzawe asubiye mu b'i wabo no ku mana yabo: nawe subirayo, ukurikire mugenzawe." 16 Rusi aramwishura, ati: Reka kunyinginga kuguheba, no gusubira inyuma ngo noye kugukurikira, Kuko aho uzoja ari ho nzoja, kandi aho uzorara ari ho nzorara, ihanga ryanyu ni ryo rizoba***

[7] Ibi vyarasobanuwe vyimbitse muri Menn 2016: 91-94.

Copyright © by Jonathan Menn 2022. All rights reserved.

***ihanga ryacu, Imana yawe ni yo izoba Imana yanje. [17] Aho uzogwa ni ho nzogwa, bahampambe: Uhoraho arakabimpanira, kandi birushirije, ni nagira ikizontandukanya nawe, atari urupfu." [18] Nawomi abonye yuko amaramaje kujana na we aca arahora. [19] Nuko bompi barajana kurinda bashika i Betelehemu.***

**Imirongo ya 6-19a:** Nawomi, Orupa, na Rusi bavana hasi ngo baje i Betelehemu; Orupa na Rusi banka kuvirira Nawomi; Orupa mu nyuma asubira i Mowabu, ariko Rusi yoma kuri Nawomi yanka kumuvirira

Nubwo abantu benshi bagize ico bavuga (harimwo no kuri ibi) raba **imirongo ya 1-5** nk'aho igize amajambo y'urwinjiror n'ikigabane ca mbere c'ico gitabu, bamwe babona **imirongo ya 1-6** nk'aho igize amajambo y'urwinjizo n'ikigabane ca mbere. Ni co gituma, Younger avuga yuko "u. 6 mu buryo bunyuranye ubangabanganye n'**u. 1**, ugatanga ukubangabangana kunyuranije mu buryo bw'ibibigize" kandi "ugaheraheza kandi ukazana umwanzuro w'amajambo y'urwinjizo rw'imirongo ya 1-2 mu gushiraho amajambo 'baja i, basuhukira i Mowabu' . . . 'asubira i Mowabu,' na 'kigoyi . . . 'ivyo kurya'" (Younger 2002: 418-19). Mu buryo ubwo ari bwo bwose, u. **6** ukora nk'aho ari mfatakibanza kandi n'intangamarara y'ibigomba gukurikira.

Nawomi arashavuye cane, kandi ararengewe kubera ivyabaye ku muryango wiwe kugeza yaho vyamunaniye kubona ukuboko kw'Imana mu vyamushikiye mu buzima no mu bugingo bwiwe, ariko arashavura cane agira umururazi ku Mana ubwayo. **Umurongo wa 6** utubarira yuko *"Uhoraho yagendeye abantu biwe, akabaha ivyo kurya."* Ibi bigaragaza yuko Imana yigenga kandi iri hejuru y'inzara kandi yuko ubu, mu mbabazi zayo n'ubuntu bwayo, yerekanye ikigongwe kubantu bayo.[8] Nubwo yari Umwisirayelikazi, Nawomi ntabona yuko imbabazi z'Imana zamushitseko, zikora no kuri we. Ahubwo, avuga ati, *"Ukuboko kw'Uhoraho kwaramvuriye kungwanya"* (**u. 13**). Agumana mu mutima ukwo kwanka Imana mbere n'inyuma yuko yari amaze gushika no kugaruka i Betelehemu, aho avuga ati, *"Ntimube mukinyita Nawomi; ariko munyite Mara, kuko Rugira Vyose ivyo yangiriye vyambereye umururazi. Navuye ino ninahaye, Uhoraho angarukanye i wacu ndi imbokoboko, munyitira iki Nawomi, Uhoraho ko yantuntuje, kandi Rugira vyose akaba yanteye ivyago?"* (**imirongo ya 20-21**)

Nubwo yari afise umururazi ku Mana, Nawomi yerekanye imbabazi ziwe ku bakazana biwe. Yisanze adashobora kubaronkera abagabo bashasha Orupa na Rusi, kandi ko hamwe abakazana biwe bobandanya bakajana na we i Betelehemu, ivyizigiro vyabo vy'ukwironkera abagabo bo nyene vyari bigoye cane, kuko baca bakengerwa ko ari abanyamahanga muri Isirayeli. Kubw'ivyo, yarabinginze cane kwisubirira i muhira i wabo (**imirongo ya 8-13**). Ikindi, ntiyashatse kubaremereza ivyamubayeko: kubera yizigira yuko *"ukuboko kw'Uhoraho kwaramvuriye kumurwanya,"* iyo Orupa na Rusi bagumana na we, ko nabo bari kuba biteguriye kubona Ukuboko kw'Uhoraho kuramvuriye kubarwanya na bo nyene. Muri ivyo, Nawomi yashize imbere abakazana biwe agomba ko bobo bamererwa neza, ntibabone ayo yabonye, kubera yuko yahanuye Orupa na Rusi yuko we wenyene atari kumwe na bo ari we akwiriye gusubira i Betelehemu.

Nubwo Nawomi yari arakariye, ashavuriye Imana, yahezagiye abakazana biwe mw'izina ry'Uhoraho: *"Uhoraho abagirire neza, nk'uko mwagiriye neza abahisi, bo nanje. Uhoraho abahe mwempi gusubira kwubaka ingo mugire abagabo!"* (**u. 9**) Vyongeye yahamagaye Imana ngo ibagirire neza, nk'uko na bo bagiriye neza abahisi babo na we: *"Uhoraho abagirire neza, nk'uko mwagiriye neza abahisi, bo nanje"* (**u. 8**). Ijambo ryahinduwe *"mwagiriye neza"* ni ijambo ry'Igiheburayo *hesed. Hesed* ni imigenderanire ifatiye ku gikorwa c'ukwitanga kw'urukundo, mu vy'ukuri igikorwa ata c'ukwitanga, c'ugukorera ubushake ata co buhekeyeko co kwerekana imbabazi canke ikigongwe ("kirengeye guhamagarirwa gukora ikintu wategerezwa gukora"), kenshi na kenshi bigakorwa n'umuntu akomeye, ahambaye, kandi yari gushobora gukora ibinyuranye n'ivyo yakoze; hejuru ya bibiri vya gatatu vy'ikoreshwa ry'ijambo *hesed* mw'Isezerano rya Kera ni ibikorwa vya *hesed* vy'Imana ikorera abantu (raba Younger 2002: 393-96). Muri iyi nkuru, *hesed* y'Imana igaragarira neza kuri **1:8** na **2:20**, nubwo kuri **2:20** uwo murongo uburyo wanditswe mu buryo bw'indongoramvugo bitagaragara neza kandi bishobora gukoreshwa kuri *hesed* y'Imana na *hesed* ya Bowazi biboneka vyinyegeje mu kugene Bowazi yafashe akagirira neza Rusi muri ico gitabu cose. Abantu babiri bonyene bavuzwe mu buryo bugaragara ko berekanye *hesed* ni Orupa, rimwe gusa kuri (**1:8**) na Rusi, incuro zibiri (**1:8; 3:10**). Rusi nta nkeka ko ariko aragaragaza *hesed* mu kugene atashatse gutandukana na Nawomi, akamwomako akaramata (**1:16-18**). Mu buryo bw'agakekezo, abanyamowabu ni bo bonyene, ndetse Imana, berekanywe neza ko bakoresheje *hesed*.

*Hesed* cari iciyumviro c'Abaheburayo, gishingiye ahanini ku migenderanire y'isezerano ryabo, ihanga ryabo, ubwoko bwabo, n'umuryango wabo n'Imana hamwe n'imigenderanire yategerezwa kubaranga na bo hagati

[8] Izina ry'Imana rivugwa incuro mirongo ibiri Na zitatu mu gitabo mu buryo butandukanye muri iyi nkuru: "Yahweh" ibihetangabo cumi n'indwi; "Elohim" incuro zine (incuro imwe Chemosh, imana y'aba nyamowabu); hamwe na "Shaddai" incuro zibiri (raba Hals 1969: 3). Hanyuma, incuro zibiri gusa ibikorwa vy'Imana bigaragara, canke Ni Imana ivugwa n'uwabivuze (**1:6** na **4:13**). Ariko rero, nkuko tuzobibona, Imana iguma yigaragaza kandi ikora "Imana iri inyuma yibi biriko biraba" ibikorwa vyayo biguma vyibonekeza muri iki gitabo.

Copyright © by Jonathan Menn 2022. All rights reserved.

yabo. Robert Hubbard yerekana yuko igitangaje ku bijanye n'ukugene *hesed* muri *Rusi* ari uko "bigaragara yuko ifatiye mu buryo bw'imenyeshamana, idafatiye ku rufatiro rw'isezerano, ariko ifatiye ku kugene ibintu bigenda. Ni ukuvuga yuko, imizi y'iyo *hesed* iri ahakuru mu gikorwa ca Yahweh nk'umwami w'isi yose kuruta uko iri kw'isezerano ry'Imana na Isirayeli gusa." (Hubbard 1991: 16) Ni co gituma, Nawomi yasavye kuri **1:8** yuko Imana yishusa Orupa na Rusi *hesed* yabo, nubwo yaba Orupa yaba Rusi ata n'umwe yari mu kibano c'isezerano Imana yagiranye na Isirayeli. "Ukwinginga kwiwe kwerekana yuko Yahweh asubiriza mu ndumane abantu *bose*, atari Abisirayeli gusa, kubera *hesed*. Ikindi, uwo murongo werekana (nk'uko vyerekanwa mw'isezerano rya Kera ryose) yuko Yahweh ubwiwe ari Imana igira neza, Imana yitwa *hesed*." (Hubbard 1991: 16) Kubw'ivyo, *hesed* ni yo yategerezwa kuranga no kugaragara mu Bakristo no mw'ishengero. Ishengero ni umuryango (raba **Mat 12:49-50; Rom 8:14, 16; 9:8, 26; 2 Kor 6:18; 11:2; Gal 3:26; 4:6-7; Ef 2:19; 5:22-32; 1 Tim 3:15; 5:1-2; Heb 2:11; 12:7; 1 Yoh 3:1-2; Ivyah 21:2, 9**) kandi yashizwe mu muryango w'Imana (**Rom 8:15, 23; Gal 4:5; Ef 1:5**). Nawomi yahamagaye Imana ngo igaragaze *hesed* kuri Orupa na Rusi kubera bari berekanye *hesed* ku bagabo babo no kuri Nawomi. Ivyo ahubwo vyari bikwiriye gukoreshwa mu buryo burushirije ku Bakristo: kubera ivyo Kristo yadukoreye vyose, *"Tugira urukundo kuko ari yo yabanje kudukunda"* (**1 Yoh 4:19**).

Ku **murongo wa 14**, Orupa asezera Nawomi, bivanye n'impanuro Nawomi yamuhaye, inama yamugiriye, asubira muhira i wabo, mu bwoko bwiwe, mu bantu biwe no ku mana zabo, *"ariko Rusi we amugumako akaramata."* Orupa ntaco ahambarirwako kuri ibi yakoze; yari afise impamvu zumvikana nk'uko Nawomi yari yabimweretse ko akwiriye gusubira mu rugo kwa nyina. Yamara, ugvuheba Rusi kwiwe kwagaragaye nk'uko ari ikintu ciza cane. Kanatsinda, iryo jambo nyene ry'Igiheburayo ryakoreshejwe mw' **Itang 2:24** (*"Ni co gituma umuntu azosiga se na nyina, akabana n'umugore wiwe akaramata [akumira] ku mugore wiwe, bakaba umubiri umwe"*). Ibi vyerekana ukugene Rusi atashatse gutandukana na Nawomi, mu bigumbagumba, mu kwishira kuri Nawomi no mu kumwumirako. Nawomi yari yerekanye ishusho ribi ry'ubuzima hamwe abakazana biwe bohitamwo kugumana na we, harimwo n'ukuzoguma ari abapfakazi n'ukutagira abana. Kubw'ivyo, aho Orupa yahisemwo *"gusubira mw'ihanga ryiwe mu bantu biwe, mu bwoko bwiwe no ku mazna zabo"* (**u. 15**), ingingo Rusi yafashe yo kugumana na Nawomi cari ikintu kidasanzwe mu buryo bw'umubiri, mu buryo bw'ibigumbagumba, mu buryo bw'aho yari agiye kuba hanyuranye n'i wabo, no mu huryo bw'impwemu. Nk'uko John Piper abivuga, "Nawomi yerekanye ko kazoza ari kabi, ariko Rusi amufata ukuboko ajana na we muri ako kazoza kari kuzuyemwo ibibazo, barajana" (Piper 2010: 34). Rusi arashimangira aravuga ku **mirongo ya 16-18**: kuko *"aho uzoja ariho nzoja, kandi aho uzorara ari ho nzorara, ihanga ryanyu ni ryo rizoba ihanga ryacu, Imana yawe ni yo izoba Imana yanje,* [17] *Aho uzorwa ni ho nzogwa, bahampambe. Uhoraho arakabimpanira, kandi birushirije, ni nagira ikizontandukanya nawe atari urupfu. "* Piper avyitegereje asanga yuko, Rusi atahevye umuryango wiwe bwite n'igihugu ciwe gusa, ariko kandi yahisemwo kutarongorwa n'uwundi muntu atari uwo mu muryango, kuko atarongowe n'uwo mu muryango, ukwimatanya akaramata kwa Rusi n'umuryango wa Nawomi vyari guca bihera" (Piper 2010: 34). Amajambo yavuze *"Aho uzorwa ni ho nzorwa, bahampambe"* yasigura yuko *atakwigera* asubira i wabo, mbere naho Nawomi yopfa. Ukwimatanya kwiwe na Nawomi kwari ntasubirwamwo. Ku **murongo wa 17** mbere yatatse izina ry'Isezerano ry'Uhoraho (Yahweh) mu kwihamagarira umuvumo hamwe hobaho ikintu na kimwe comutandukanya na Nawomi ndetse urupfu. Rusi yemeza uguhindukirira Yahweh kw'ukuri akoresheje ibikorwa vyiwe, nk'uko vyagenze no kuri Rahabu mu **Bacamanza 2** hamwe n'ivyo Yakobo avuga ku kwizera nyakuri n'uwizera gupfuye muri **Yakobo 2**.

Ibi vyongeye biha Ishengero kwiyumvira no kwongera kwisuzuma. Piper avuga yuko muri Rusi, "dufise ishusho y'Imana y'umugore aroranye—kandi tuzoraba vyinshi mu nyuma vyerekeranye n'akarangamutima kiwe. Ukwizera Imana kubona inyuma y'ibibazo bigoye vy'umururazi. Umwidegemvyo ku biduha umutekano n'umunezero w'iyi si. Umwete wo kwinjira mu vyo utazi no kwinjira mu bishitsi. Ukwifatanya n'ukwimatanya akaramata mu migenderanire yashinzwe n'Imana. Uwu ni umugore agaragara mu Migani 31:25 araba kazoza afise ivyizigiro mu Mana kandi iyo yiyumviriye ivy'ibibazo n'ingorane bishobora kwaduka muri kazoza aritwengera." (Piper 2010: 35-36) Abakristo benshi, nimba mbere atari bose, ntibigeze bafata ingingo n'amahitamwo nk'ayo Rusi yagize—kuba mu gihugu c'igishitsi nk'uwukomoka hanze y'ico gihugu kandi afise imico inyuranye n'iy'igihugu yavuyemwo mu bantu mu bisanzwe basanzwe bamwanka. Ikibazo ni ukugene dushobora guhangana n'ibibazo nk'ivyo bahanganye na we ariko tukaba ahubwo tuba mu mico yacu kama n'ibihe dusanzwe tumenyereye, tukabaho nk'abiyeguriye kubaho nk'abakristo biyeguriye Kristo n'abandi nk'uko Rusi yabikoze?

## IBIBAZO VYO GUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO

1. Kubera iki, nk'uko vyabaye kuri Nawomi, igihe dushikiwe n'amarushwa hamwe n'ibibazo n'ibihe bigoye, dukunda kugira ishavu n'umururazi, tukarengerwa, kandi tugatatira Imana, aho kuyegera kurushiriza?

Copyright © by Jonathan Menn 2022. All rights reserved.

- Ni iki coshobora kudufasha kwegera Imana mu bihe nk'ivyo?

2. Iciyumviro ca *hesed* ni ikihe, kandi ni gute ishengero—ku giti c'umuntu no ku giti c'ishengero ryose muri rusangi—yogaragaza *hesed* ku bandi nk'ikintu ca misi yose kigize kamere kacu?

3. Twoshobora gute, twebwe tudahanganye n'ibihe nk'ivyari bihanamiye Rusi n'ingingo Rusi yategerezwa gufata ariko twebwe tukaba tuba mu migenzo n'imico Kama yacu, twobaho twiyeguriye Kristo n'abandi badukikuje nk'uko Rusi yabigenje?

**C.** ***Nawomi na Rusi bashika i Betelehemu*** (**1:19b-22**)

***[19b] Nuko rero bashitse i Betelehemu, abo mu gisagara bose barashwabaduka, abagore barabazanya bati Mbega uyo yoba Nawomi?" [20] Arabishura, ati Ntimube mukinyita Nawomi, ariko munyite Mara; kuko Rugira Vyose ivyo yangiriye vyambereye umururazi. [21] Navuye ino ninahaye, Uhoraho angarukanye i wacu ndi imbokoboko: munyitira iki Nawomi, Uhoraho ko yantuntuje, kandi Rugira Vyose akaba yanteye ivyag?" [22] Uko ni ko Nawomi yagarukanye na Rusi Umunyamowabukazi umukazana wiwe, bavuye mu gihugu c'i Mowabu: bashika i Betelehemu mw'itangura ry'igenya rya sayiri.***

**Imiringo ya 19b-22:** Nawomi na Rusi bashika i Betelehemu

Umururazi wa Nawomi n'ukurengerwa n'ivyamubayeko bigaragarira neza igihe yinjira i Betelehemu. Ivyo yashikirije, yavuze ku **murongo wa 20** ni nk'urukino rwo guhindagura amazina; ariko aravuga ati, *"ntimube mukinyita uwuninahaye; nyita Mara, Umururazi."* Ivyo yavuze ku **murongo wa 21**, *"Navuye ino ninahaye, Uhoraho angarukanye i wacu ndi imbokoboko,"* bigaragaza ukugene ibihe bibi ducamwo bishobora guhindura ukugene twahora tubona ibintu. Biraduhindura imbere mu mutima kugira ngo twiyumvire gusa ku marushwa n'ingorane zacu hamwe n'ivyo twatakaje, twahomvye: incuro zitanu ku **mirongo ya 20-21** Nawomi avuga yiyirabishijeko mu gukoresha amajambo "Na" na "ndi." Ikintu kibabaje ni uko ivyo yavuze *"Navuye ino ninahaye"* mu vy'ukuri si ukuri; nubwo yari yavanyeyo n'umugabo wiwe n'abahungu biwe, bari bavuyeyo kubera inzara, kigoyi, ico cari icago n'akaga ku muryango wose. Ivyo yavuze yuko *"Uhoraho angarukanye ndi imbokoboko"* na vyo nyene si ukuri. Nawomi ntiyerekana mbere yuko Rusi ari kumwe na we, nubwo Rusi yamwomyeko akaramata, akamwereka urukundo rudasanzwe, akamwomako akaramata mu kwifatanya na we, ivyo vyose vyerekana kandi bigaragaza ukugene Rusi yamwiguze akiyanka akiheba! Ukwifatanya akaramata kwa Rusi yifatanya na Nawomi kuravugwa mu buryo bufobetse ku **murongo wa 22** aho yitwa "Rusi Umunyamowabukazi," ari na ryo zina rizomuranga muri ico gice cose gisigaye c'ico gitabu. Abandanya yitwa "Rusi Umunyamowabukazi" mbere naho yar yarahindukiriye mu buryo bugaragara ivyizerwa canke ukwizera Imana, Yahweh kandi akaba ubu akwirikira, canke ari umunywanyi mu buryo bugaragara wa Yahweh.

Akandi kantu gatangaje k'ivyo Nawomi yavuze ni uko umurururazi ugerageza kuduhuma amaso ku nteguro ndende y'Imana n'utuntu duto duto utwo Imana icishamwo kugira ngo ishitse iyo mnteguro yayo yateguye. Ibi biratangaje mu kugene Nawomi Nawomi nubwo vyamugendekeye gurtyo atigeze yibagira Imana canke ngo ahebe Imana. Yagumye avuga kuri *hesed* yiwe igihe yahanura Orupa na Rus ingo basubire mu mihira yabo (**1:8-9**). Ubu na ho, ntariko arata wakuba ku vyabaye bitewe n'ibihe kanaka ariko mu vy'ukuri ariko aravuga ko Imana ari yo yatumye aba mu bihe bibi. Ni co gituma, abona ko Imana iri hejuru ya vyose. Yamara, ntabona igicapu *cagutse* bihagije c'Imana c'uko iri hejuru y'ibiba vyose. Ntabona ico Imana yakoze mu buzima no mu bugingo bwa Rusi kandi ko, muri Rusi, Imana yahaye Nawomi umugenzi w'igihe kirekire *"azosubiza intege mu bugingo bwiwe, azomutunga ageze mu zabukuru: kuku'umukazana wiwe amukunda, akamurutira abahungu ndwi yovyaye, ari we amuvyaye"* (**4:15**). Ntabona yuko Imana yaheraheje ikigoyi kandi ko *"Uhoraho yagendeye abantu biwe akabaha ivyo kurya"* (**1:6**). Imana ntiyarinze gusa abantu babiri bari ba ntahonikora kandi b'abagore batagira cepfo ca ruguru bagenda ari babiri bonyene ata gifasha ikindi mu rugendo rwabo kuva i Mowabu gushika i Betelehemu, mbere banashitse aho i Betelehemu *"mw'itangura ry'igenya rya sayiri"* (**1:22**). Igenya rya sayiri ryaba mu kwezi kwa Ndamukiza kandi igenya ry'ingano na ryo ryaca rikurikira, rikaba mu kwezi kwa Rusama (Harrison 1989: 183; Huey 1992: 525). Ivyo bisigura yuko bashitse, bagarutse mu gihe bazogira amezi abiri yuzuye bazoshobora kuja guhumba no kwegeranya, no kuronka ivyo kurya. Ivyo ni bimwe mu bintu Imana yaja yarakoze. Nawomi, nta nkeka, ko atashobora kumenya ico Imana yariko irakora muri ako kanya nyene icishishe mu bihe yarimwo, canke mu vyo yariko aracamwo ko izozana ugucungurwa kw'itongo rya Nawomi biciye muri Bowazi, ukwubakana kwa Bowazi na Rusi, ukuvuka kwa Obedi yakomotsemwo kuba sekuru w'umwami Dawidi kandi akazoshikana, akazokomokamwo ukuvuka kwa Mesiya ubwiwe! Ukugandara, amarushwa n'umururazi canke umubabaro bigerageza kudukura ku kwizera n'ukwizigira Imana kandi bikatwibagiza yuko *"ku bakunda*

Copyright © by Jonathan Menn 2022. All rights reserved.

*Imana vyose bifataniriza hamwe kubazanira ivyiza, abahamagawe nk'uko yabigabiye"* (**Rom 8:28**).

**IBIBAZO VYO GUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO**

1. Kubera iki ikigandaro, umururazi, n'ukurengerwa bituma twirabishako kandi bikaduhumika amaso ku nteguro yagutse y'Imana n'inzira ishobora kuba iriko iracishamwo mu kutuzanira ivyiza mbere naho twoba turiko turababazwa?

2. Twofasha gute bene Data kugira ngo babone, batahure neza ibiriko biraba naho boba bari mu bihe bigoye n'imibabaro?

3. Twoshobora kwiyumvira gute ku kugene Imana yakoze mu bugingo bwacu canke mu bugingo bw'abandi bantu woba uzi, igihe wewe canke abandi muba muriko muraca mu bihe bigoye?

**D.** ***Rusi ahura na Bowazi*** (**2:1-23**)

***[1] Kandi Nawomi yari afise mwene wabo w'umugabo wiwe, umuntu akomeye w'umutunzi, wo mu muryango wa Elimeleki, yitwa Bowazi. [2] Rusi wa Munyamowabukazi abarira Nawomi, ati Ndekura ngende mu bibuba mpumbe uduhumbwa, nkurikire uwongirira ubuntu. " Aramwishura ati, "Genda mukobwa wanje." [3] Aragenda, ahumba mu kibuba akwirikiye abagenyi: kandi umurima yarengutseko wari uwo mw'itongo rya Bowazi, wo mu muryango wa Elimeleki. [4] Bowazi araza, avuye i Betelehemu. Abwira abagenyi ati "Uhoraho abane namwe!" Na bo baramwishura bati, Uhoraho aguhe umugisha." [5] Maze Bowazi abaza umuntu wiwe agenyesha, ati "Uyu mukobwa ni uwa nde?" [6] Ugenyesha aramwishura, ati Ni wa Munyamowabukazi yagarukanye na Nawomi avuye mu gihugu c'i Mowabu. [7] Kandi yansavye ati, "Ndakwinginze nyemerera guhumba nkurikire abagenyi, hagati y'imikama: nuko araza, kandi yahereye mu gatondo gushitsa n'ubu, atari akanya gatoya yaruhutse."***

***[8] Maze Bowazi abwira Rusi ati, "Urumva, mukobwa wanje, ntuze ugire uwundi murima uzohumbamwo, kandi ntuve hano, ariko ugume hano hafi y'abigeme b'i wanje. [9] Shira amaso ku murima bagenya, ubakurikire: mbega abahungu simbihanikirije ko batazogukoma? Kandi iyo ugize inyota wame ugenda ku mibindi unywe ku yo abahungu bavomye." [10] Yicisha bugufi, arunama ashika hasi, aramubaza ati, Ni iki gitumye ungirira ubuntu, ukambabara, kandi ndi Umunyamahanga?" [11] Bowazi aramwishura, ati, "Banyiganiye neza ivyo wakoreye nyokobukwe vyose, uhereye aho umugabo wawe yapfiriye: kandi ko wasize so na nyoko n'igihugu wavukiyemwo, ukaza mw'ihanga utari uzi. [12] Uhoraho akwishure ivyo wakoze, uhabwe impera ishitse n'Uhoraho, Imana y'Abisirayeli, wahungiye musi y'amababa yayo!" [13] Aramwishura, ati, "Ni ngirirwe akagongwe imbere yawe, mugenzi, kuko umaze umubabaro, ukabarira incoreke yawe neza, naho ntahwanye n'umwe wo mu ncoreke zawe."***

***[14] Igihe co kurya kigeze, Bowazi aramubwira, ati "Ngwino urye agatsima, ukoze intore yawe mu nkarisha ya vino." Yicarana n'abagenyi bamuhereza impeke zikaranze, arazirya, arahaga, arasigaza. [15] Avuye hasi guhumba, gutorora, Bowazi abarira imikangara yiwe imukorera, ati N'ahumbe, n'atorore no hagati y'imikama, ntimumukabukire, ntimumuturubike. [16] Kandi mumusokorere zimwe mu mikama, muzisige, azitorore, azihumbe, ntimumuhambarire."***

***[17] Nuko atorora muri ico kiganogano, muri ico kibuba ashitsa nikera, ashitsa ku mugoroba, akubita izo yatoroye, yahumvye, izo sayiri zishika ingero yitwa efa. [18] Arazikorera, aja mu gisagara: inabukwe abona izo yahumvye, Rusi amugobororera utwo yasigaje, amaze guhaga, aratumuha. [19] Inabukwe aramubaza ati, Wahumvye, watoroye kwa nde uyu musi? Wakoze hehe? Uwakubabaye aragahezagirwa!" Asobanurira inabukwe nyen'umurima yakozemwo uwo ari we, aramubwira ati, Nyen'umurima nakozemwo uyu musi yitwa Bowazi." [20] Nawomi abwira umukazana wiwe ati, "Uhoraho atasizeho kugirira neza abakiriho n'abapfuye, arakamuhezagira!" Nawomi arongera aramubwira, ati Uwo mugabo ni uwo mu muryango wacu wo hafi, ni umwe wo mu bacunguzi bacu. " [21] Rusi wa Munyamowabukazi aramubarira ati, Mbere yambwiye ati, wame ugumana n'abahungu b'i wanje, gushitsa aho bazohereza kugenya i wanje hose.'" [22] Nawomi abarira Rusi umukazana wiwe ati, Mukobwa wanje ni vyiza kujana n'abigeme bamukorera, boye kugusanga mu murima w'uwundi ngo bakugirie nabi." [23] Nuko aguma hafi y'abigeme bakorera Bowazi, agahumba, agatorora akagreza aho bahereje kugenya sayiri bo n'ingano; abana na inabukwe.***

<u>**Imirongo ya 1-7:** Ibihe Rusi yarimwo n'uguhwana kwiwe na Bowazi</u>

Tuja twavuze kare yuko umwanditsi w'igitabu ca *Rusi* ari umuhinga akomeye wo kubara inkuru kandi

Copyright © by Jonathan Menn 2022. All rights reserved.

azi ingene ahuza amakuru n'ibintu. Ibi bigaragarira mu kugene yabangabanganishije ibintu muri ico gitabu cose. Uburemerezi n'ubuhinga bwinyegeje inyuma y'ukugene yan dika bigaragarira mu kugene, nubwo igice ca 2 cose cubatswe mu buryo bw'ibangabangane (raba mu nca make aho hejuru), mbere umwanditsi akoresha ibangabangane mw'ibangabangane. Ni co gituma, **imirongo ya 1-3** ubwayo ari ibangabangane:

**A.** Akomoka mu muryango wa Elimeleki (**u. 1a**)
**B.** Izina ryiwe ni Bowazi (**u. 1b**)
**C.** Ngende mu bibuba mpumbe uduhumbwa (**u. 2a**[1])
**D.** Nkurikire uwongirira ubuntu (**u. 2a**[2])
**C'.** Aragenda, ahumba mu kibuba (**u. 3a**)
**B'.** Umurima yarengutseko wari uwo mw'itongo rya Bowazi (**u. 3b**[1])
**A'.** wo mu muryango wa Elimeleki (**u. 3b**[2])[9]

**Imirongo ya 1-7** ishiraho intango y'uguhura kwa Rusi na Bowazi. Iyi mirongo itwinjiza kuri Bowazi kandi ikatubarira ibintu bimwe bimwe bikomeye kuri uwo Bowazi. Ubwa mbere, yari mwene wabo wo mu muryango wa Elimeleki kandi akaba uwo mu muryango umwe na Elimeleki. Iki ni co kintu gikomeye ku bisigaye vyose vy'iyi nkuru yo muri iki gitabu. Ubwa kabiri, **u. 1** umwerekana *"nk'umuntu akomeye w'umutunzi."* Ijambo ry'Igiheburayo ni *gibbor hayil.* "Rivugwa ku muntu w'ijunja n'ijambo mu kibano kandi akaba afise izina ryiza mu kibano. Muri iki gihe ntirivuga ku butunzi gusa n'igihagararo ariko kandi rivuga ku gushinga imizi, ku cubahiro, hamwe n'ububasha, n'ubushobozi. Ni co gituma iryo jambo rikoreshwa mu kwerekana ingeso." (Younger 2002: 439-40) Ubugira gatatu, Bowazi yari umuntu yubaha Imana. Ibi bigaragarira mu kugene yaramukije abagenyi biwe n'ukugene na bo bamusubije ku **murongo wa 4**: *"Bowazi araza avuye i Betelehemu, abwira abagenyi, ati Uhoraho abane namwe!' na bo baramwishura bati, "Uhoraho aguhe umugisha.'"*

Iyi mirongo vyongeye iduha ikindi ciyumviro cerekeranye n'ingeos za Rusi, ukugene yari ameze. Tuja twarabonye ukugene Rusi yitangiye Nawomi n'ukugene yagaragaje *hesed (ukugira neza).* Ub na ho tubona yuko afashe iya mbere mu kuja guhumba mu mirima kugira ngo yitwararike inabukwe kandi na we ashobore kwibeshaho (**u. 2**). Guhumba kwari kwategetswe, kwashinzwe n'Imana nk'uburyo bw'ugutunga no kwitwararika abapfakazi, impfuvyi n'abanyamahanga (**Lew 19:9-10; Gus 24:19-22**). Ubwa kabiri, aciye bugufi. Ntiyaciye aherako guhumba, mbere naho bwari uburenganzira bwiwe hisunzwe amategeko, ariko yarabajije, arasaba, *"ndakwinginze nyemerera guhumba nkurikire abagenyi hagati y'imikama,"* (**u. 7a**).

Ubugira gatatu, ni umukozi akomeye kandi azi ubwenge. Abagenyi ba Bowazi babwiye Bowazi ko Rusi *"yahereye mu gatondo gushitsa n'ubu atari akanya gatoya yaruhutse"* (**u. 7b**). Mu gukora gurtya, Rusi yariko arerekana ibimuranga ari na vyo vyategerezwa kuranga Abakristo bose. Imana yaturemeye ugukora—akazi ni keza kandi gahesha iteka n'icubahiro kandi gategerezwa gukorwa kugira ngo biheshe Imana icubahiro (**Itang 2:15; Imig 6:6-11; Ef 4:28; 6:5-8; Kol 3:22-25; 1 Tes 4:11; 1 Tim 6:1-2; Tito 2:9-10**). Bibiliya ihamagarira abantu kutaba ibinebwe canke gukengera akazi, ariko ko bakwiriye gukura amaboko mu mpuzu bagakora bashimitse—uko ni ko abantu batera imbere bagatunga ibibabeshaho (**Imig 6:6-11; 10:4-5, 26; 12:11, 24, 27; 13:4, 11; 14:23; 15:19; 16:26; 19:15; 20:4, 13; 21:5; 24:30-34; 27:23-27; 28:19; Umus 10:18; Ef 4:28; 2 Tes 3:6-13**). Biciye mu gukora no gukora urudandazwa, Imana iha abantu ububasha bwo kuronka amahera kandi no kwiteza imbere (**Gus 8:16-18; Imig 13:11; 22:29; 28:19-20; Ef 4:28; Yak 4:13-15**). Paulo ahanura abizera ku bijanye n'ugukora muri **2 Tes 3:6-12**, *"[6] Ariko bene Data, turabagera mw'izina ry'Umwami wacu Yesu Kristo, kuzibukira mwene Data wese agenda arasaragurika, w'umunebwe, canke adakurikira ivyo mwashikirijwe natwe. [7] Ubwanyu murazi ingene mukwiye kutwigana, kuko tudasaragurika muri mwebwe, kuko tutari abanebwe muri mwebwe, [8] ntitwarya ivyo kurya vy'umuntu n'umwe ku busa, ariko twagira ubutame n'ubucumukure, dukora ku murango no mw'ijoro, kugira ngo ntitugire umuntu muri mwebwe tugora. [9] Si uko tutavyemerewe, ariko ni kugira ngo tubabere icitegererezo ngo mutwigane. [10] Kuko tukiri kumwe namwe twabageze iki: ng'umuntu wese ni yanka gukora ntakarye. [11] Kuko twumvise ko hariho bamwe muri mwebwe bagenda barasaragurika, babayeho ari ibinebwe, bama bineganegera bakita mu bitabakwiye, bakisuka mu vy'abandi. [12] Ariko abameze bartyo turabagera, turababwira tubahanura kubw'Umwami Yesu Kristo gukora ibikorwa batekereje, babone kurya ivyo bironkeye ubwabo."*

Mu yandi majambo, akazi n'ugukora ni *itegeko*, si ikintu umuntu akora kugira ngo aronke amahera gusa. Akazi kanyuranye n'icaha co mu mutima co kuba ikinebwe (ukwidegadegera) kandi vyongeye ni icaha co kwisuka mu bitakwerekeye, ukisuka mu buzima bw'abandi aho kuraba ibimwerekeye we nyene (ni ukuvuga, ukwisuka n'ukuraba ivy'abandi).

[9] Younger yerekana yuko imirongo ya **4-17** na yo yubatswe mu buryo bw'ibangabangane nka A, B, B', A' (Younger 2002: 442).

Copyright © by Jonathan Menn 2022. All rights reserved.

Iyi mirongo vyongeye yerekana yuko Imana iri hejuru ya vyose kandi yigenga, kandi ko ishikana, ikora ivyo yateguye yo nyene "ikabikorera ahataboneka," mbere naho yoba itagaragara ko iriko irabikora kandi ukamenga ibintu vyose bigaragara ko birik "biragenda neza" nk'aho biriko birikora. Mumenye neza ko Imana yari ibizi kandi ko yariko irakoresha ivyo bintu vyose vya Bowazi na Rusi kugira ngo ishitse umugambi wayo muremure. Nawomi ashobora kuba yaramenye ivyo vyose vya Bowazi na Rusi, ariko mu mururazi wiwe no mu kurengerwa kwiwe, ntiyashoboye kubibona. Ibi bitegerezwa kutwibutsa yuko, cane cane iyo turiko turaca mu mibabaro n'amarushwa, canke turi mu bihe bitatworohereza bibishe, hariho ikindi kintu ciza kirengeye dushobora canke dushobora guhitamwo kubona. Hejuru y'ivyo, u. **3** utubarira yuko igihe yaja guhumba, vyashitse yuko Rusi *"kandi umurima yarengutseko wari uwo mw'itongo rya Bowazi."* Ayo majambo mu giheburayo avuga gurtya, *"ibakwe ryiwe ryiza rimushikana"* (Huey 1992: 527; Younger 2002: 441). Umwanditsi ariko arakoresha imvugo ndenzarugero (ukurenza urugero ibigira nkana) kugira ngo mu buryo bw'agakekezo yerekana ko ari Imana yatumye biba birtyo, ariko atari ibakwe ryiza, atari ikintu cabaye giturumbuka, Iman ni yo iri hejuru y'ibihe n'ibiba vyose kugira ngo Rusi yisange ariko arahumba mu murima wa Bowazi, nubwo wewe ata kintu na kimwe yari yateguye muri ivyo. Ronald Hals na we abivuga muri ubu buryo, "ukugene Rusi yahuye na Bowazi nk' 'igihamana' ni uburyo umwanditsi yabivuze mu kwerekana yuko atari ubushake bw'umuntu canke ivyo umuntu yari yateguye we nyene ubwiwe. Kuri Rusi na Bowazi cari igihamanayari nk'impanuka gsa yapfuye gushika, ariko ku Mana ntikwari uko. Mu kwita ukwo kubonana igihamana, umwanditsi yishoboza ubwiwe kwerekana mu buryo bufobetse yuko mbere n'ivy' "impanuka" biba vyategekanijwe, vyateguwe n'Imana." (Hals 1969: 12) **U. 4** werekana iciyumviro gisa n'ico igihe utangurira ku kuvuga uti *"Kandi ehe raba."* Ibi "bishimangira ukundi gushasha ukugira neza kw'Imana kuvuga guti, 'Mbega ntiwari ubizi,' Bowazi araseruka!" (Younger 2002: 442). Ibi vyabaye vyongeye bitegerezwa kutwibutsa yuko ubugingo bwacu butabayeko ku'"gihamana." Mbere no mu bihe bigoye kurusha ibindi vyose ducamwo, Imana iguma iri hejuru ya vyose kandi iguma iba iriko irashikana, irangura umugambi wayo.

**Imirongo ya 8-16:** ukubonana kwa Rusi na Bowazi n'ibiganiro bagiranye

Bowazi afata ko Rusi ari *"umukobwa wiwe"* (**u. 8**), ivyo na vyo bikerekana yuko hariho imyaka itari mike barushanya. Abagenyi bamwita *"wa Munyamowabukazi akiri muto"* (**u. 6**), kandi Bowazi mu kubwira Rusi yuko *"atarondeye imisore"* (**3:10**) na ho nyene haravyerekana. **Imirongo ya 11-12** igaragaza yuko Bowazi yari yarabariwe ivyo Rusi yari yarakoreye inabukwe vyose n'ukugene yahevye igihugu cabo kavukire akaza i Betelehemu. Ukugene Bowazi yari ameze nk'umuntu yubaha Imana bigaragarira ku **murongo wa 12** aho avuga ati, *"Uhoraho akwishure ivyo wakoze, uhabwe impera ishitse n'Uhoraho, Imana y'Abisirayeli, wahungiye musi y'amababa yayo!"*

Amaze kumenyeshwa Rusi uwo ari we, ku **mirongo ya 8-13** Bowazi aca ashigikira Rusi mu buryo budasanzwe amuha n'uturusho tudasanzwe duhabwa abandi bantu baza guhumba: ategerezwa kuguma ahumba mu mirima yiwe, ntiyemerwe guhumba mu yindi mirima; ategerezwa kuguma hafi y'abakobwa biwe b'abagenyi; aca agabisha abahungu biwe ko badategerezwa kumukorako no kumugirira nabi; kandi ko iyo anyotewe, ashobora kunywa ku mibindi y'amazi yavomwe n'abasore kandi ayo mazi mu bisanzwe yari ayabayivomeye bonyene n'abandi bakozi biwe gusa. Ku **murongo wa 15** yongerako yuko yemerewe no *"guhumba hagati y'imikama, kandi ko batemerewe kumukabukira, kumukankamira."* Araja kure y'ivyo mbere ku **murongo wa 16** mu kubarira abasore biwe b'abagenyi, ko bakwiriye *"kumusokorera zimwe mu mikama, bakazisiga, akazihumba, ntibamuhambarire."*[10] Ivyo bintu vyose yabariye abagenyi biwe birarengeye uburenganzira busanzwe abantu bari bafise bw'uguhumba. **Abalewi 19:9** bemerera abakene n'inyambukira bonyene guhumba ivyo ku "mibari" y'imirima. Bowazi yemerera Rusi guhumba ari kumwe n'abimbuzi biwe basanzwe, aho ivyimburwa bivyibushe bisa neza kuruta ibiri ku mibari y'umurima kandi mbere abarira abimbuzi biwe gukura bimwe mu vyimburwa vyiwe vyiza vyiza vya sayiri babimuhe kugira ngo na we aronkeko, abijane i we. Mu gukora gurtyo, Bowazi yariko arerekana ko yariko arashira mu ngiro no ku mutima icipfuzo, ikiraje ishinga Imana cerekeranye n'aboro: *"[7] Muri mwebwe ni hagira ahazoba umukene mu b'i wanyu, mu gisagara canyu cose co mu gihugu Uhoraho Imana yanyu agiye kubaha, ntimuze mugire imitima yiyumanganya uwo mukene w'i wany, canke ngo mupfunye amaboko ku co mumuha, [8] ariko ntimuze mubure kumuramvurira ukuboko ngo mumugurane, ibimumara ubukene bw'ico akeneye. . . . [10] Muze mwirinde mu mitima yanyu, ntihaze haze iciyumviro kibi, ngo muvuge muti Wa mwaka ugira indwi wo guheberanira uri hafi, bigatuma mwirengagiza kubw'uwo mukene w'i wanyu, mukanka kugira ico mumuha, na we akazohava atakambira Uhoraho abarega, mukagibwako n'icaha. Ntimuze mubure kumuha, kandi ni mwamuha ntibize bibabababaze, kukw ivyo bizotuma Uhoraho Imana yanyu abaha umugisha mu bikorwa vyanyu*

[10] Bamwe bavuga ko aya ma bwirizwa yatanzwe kubera ko Rusi yari yarahohotewe kandi yari hafi kugenda (raba Younger 2002: 443-44).

Copyright © by Jonathan Menn 2022. All rights reserved.

*vyose no ku co muzoba mukoze cose.* [11] *Kuko abakene ataho bazobura kubaho mu gihugu; ni co gitumye mbabarira, nti ntimuze mubure kuramvurira ukuboko umukene w'umworo wo mu b'i wanyu muri mu gihugu canyu."* (**Gus 15:7-11**)

Ugukubakuba abantu mu bijanye n'ivyerekeranye imibonano mpuzabitsina ntivyari mu ngeso zari zizwi mu vyari bigize amategeko ya Isirayeli (raba Phiri 2006: 322; Younger 2002: 444n.18). Ariko naho biri uko, Bowazi abuza abasore biwe kudakora kuri Rusi gusa vyongeye yanababujije kumuvugisha nabi. Hejuru y'ivyo, mu bisanzwe abanyamahanga nib o bavomera amazi Abisirayeli, kandi abagore nib o bavomera amazi abagabo. Ngaha ni abasore bari bavomye amazi Rusi na we Umunyamahanga ahabwa ibakwe ryo kuyanywako, igihe mu bisanzwe abagenyi batari bafise ubwo burenganzira n'iryo bakwe (Huey 1992: 530).

Bowazi yarashitse mbere kure cane ku **murongo wa 14** mu kwemerera Rusi ko basangira ivyo kurya vyo ku mutaga, mbere vyongeye anamuha vyinshi cane kugeza yaho aronka ingano zikaranze acagutsako asigaza. Ingano zikaranze zari ivyo kurya vya mbere mu kibano ca Isirayeli ya kera (raba **1 Sam 17:17; 25:18**). Abahumvyi, cane cane abanyamahanga, ntibigera batumiwa kuri ivyo vyokurya vy'abakozi b'abagenyi. Ivyo yabariye abagenyi biwe hamwe no gutumirira Rusi ko yosangira na bo ni uburorero bw'uko Bowazi yerekanye *hesed* kuri Rusi. Ni ngirakamaro kubona yuko ukugaragaza kwa Bowazi *hesed* kuri Rusi n'ukugaragaza kwa Rusi *hesed* kuri Nawomi bitabera mu vy' "ikidini" kanaka, ariko biba aho abantu bakorera imisi yose (aho *hesed* kenshi na kenshi idakunda kuboneka, ibura). Vyategerezwa kuba akarorero na twebwe twogenderako.

Uko Rusi yavyifashemwo ku **murongo wa 10** vyerekana yuko vyamutangaje cane kandi ararengerwa, atangazwa cane n'ubuntu Bowazi amweretse, amugiriye. Inyishu ya Bowazi ku mirongo ya **11-12** ni ngirakamaro cane. Ubwa mbere, ivyo yabwiye Rusi ku **murongo wa 11**, *"Banyiganiye neza ivyo wakoreye nyokobukwe vyose, uhereye aho umugabo wawe yapfiriye: kandi ko wasize so na nyoko n'igihugu wavukiyemwo, ukaza mw'ihanga utari uzi!""* Vyibutsa ivyo Imana yabariye Aburahamu, *"Va mu gihugu canyu no mu muryango wanyu, no mu nzu ya so, uje mu gihugu nzokwereka"* (**Itang 12:1**). Ibi n'imiburiburi akantu kagaragara kerekana ko ko Rusi ariko aragira uruhara rukomeye muri kahise k'agakiza (nubwo yaba Bowazi yaba Rusi ata n'umwe yari azi ico akoze). Robert Alter abona yuko "Rusi yiyumviwe n'umwanditsi nk'umugore yashizwe mu muryango" (Alter 1981: 59). Hariho ahandi hantu habangabanganye n'aho: bose Aburahamu na Rusi batangura ubuzima bwabo ari abapagani, kandi bose bava i burasirazuba h'i muhira habo kandi aho hose hari i Burasirazuba hirya ya Isirayeli. Ivyo nyene ni ukuri no kuri Rebeka w'ukuri na we nyene yashizwe mu muryango (umugore wa Isaka) na Rakeli na Leya (abagore ba Yakobo). Bose bakomotse i Mezopotamiya, i burasirazuba y'uruzi Efurata (**Itang 24:3-4, 38; 29:4-5; 31:20-21**), ni co gituma bose, nk'uko vyari no kuri Aburahamu, bavuka mu gihugu c'igishitsi c'i burasirazuba hakurya ya Isirayeli. Alter yongerako ibi, "nko kuri Rebeka na Rakeli, akamaro kadasanzwe gashirwa ku kwemera igisekuruza c'incoreke kw'iriba. Ngaha, muvyo baganiriye na Rusi, Bowazi ahanini ashimangira yuko umwete wa Rusi n'ukutavirira inabukwe ahanini bizokora cane bihagije mu kibanza c'igisekuruza." (Alter 1981: 59) uku rero ni inyitangizo y'ubutumwa bwiza aho igisekuruza ataco kivuze na gatoya. Nk'uko Paulo abivuga, *"Ntihashobora kuba Umuyuda canke Umugiriki, ntihashobora kuba umugurano canke uwidegemvya, ntihashobora kuba umugabo canke umugore; kuko mwese muri umwe muri Kristo Yesu. Ko muri aba Kristo, muri uruvyaro rwa Aburahamu, muri abaragwa nk'uko vyasezeranywe."* (**Gal 3:28-29**; raba kandi **Kol 3:11**)

Ubugira kabiri, ivyo Bowazi yashikirije ku **murongo wa 12**, *"Uhoraho akwishure ivyo wakoze, uhabwe impera ishitse n'Uhoraho, Imana y'Abisirayeli, wahungiye musi y'amababa yayo!"* biremeza ko Bowazi ari umuntu yubaha Imana. Mu vy'ukuri ariko aravuga yuko Uhoraho ari we azokwishura Rusi urukundo n'ukwitangira Nowomi yerekanye—Bowazi ni igikoresho c'Imana c'umugisha. Ikindi, ingaruka ni uko Imana ihemba, iriha, isubiza kandi izosubiza Rusi kubera yarondeyeu uguhungira musi y'amababa yayo. Kuba musi y'amababa y'Imana ni imvugo ngereranyo ikomeye kandi itunze hose haba mw'Isezerano rya Kera no mw'Isezerano Rishasha y'ukugene Imana ari umwizigirwa mu kurinda no mu kuzigama abantu (**Kuv 19:4; Gus 32:11; Zab 17:8; 36:7; 57:1; 91:4; Mat 23:37; Luka 13:34**), ugukira (**Mal 4:2**), inguvu (**Yes 40:31**), n'umunezero (**Zab 63:7**). Ayo majambo mu buryo budasanzwe yongera kuboneka kurin **3:9** nk'ikintu gikuru kigize iyo nkuru yose. Bowazi ntiyashobora kumenya yuko igihe yavuga ayo majambo kuri **2:12** avuze ikintu gikomeye. Ariko vyongeye ayo majambo agaragaza yuko Imana ari yo iri hejuru y'iyo nkuru kandi ko Bowazi ari mu vy'ukuri igikoresho c'ubuntu bw'Imana mu gushitsa integuro y'Agakiza k'Imana. Ku murongo wa **13**, ivyo Rusi yavuze ati, *"Ni ngirirwe akagongwe imbere yawe, mugenzi, mwami wanje"* vyerekana yuko ivyo yasaba ku **murongo wa 2**—*"Ndekura ngende mu bibuba mpumbe uduhumbwa, nkurikire uwongirira ubuntu"*—vyarishuwe.

**Imirongo ya 17-23:** Ivyakwirikiye kuri Rusi na Nawomi inyuma y'umubonano

Ubuhinga bw'umwanditsi vyongeye bubonekera muri iki gice. Younger (2002: 447) yerekana ingene umwandi vyongeye akoresha kiyasume (chiasm) ico twokwita ibangabanganwa:

Copyright © by Jonathan Menn 2022. All rights reserved.

Amajambo y'ibanze (**2:17b-18**)

**A.** Ico Nawomi yasavye, n'umugisha (**2:19a**)

**B.** Uko Rusi yavyifashemwo—yakoranye n'umugabo yitwa Bowazi (**2:19b**)

**C.** Umugisha wa Nawomi ukomoka kuri wa Bowazi hamwe n'ukwihishira—ni incuti kandi akaba umwe wo mu bacunguzi babo (**2:20**)

**B'.** Uko Rusi yavyifashemwo (**2:21**)

**A'.** Nawomi arabishigikira (**2:22**)

Inkuru yongeweko yavuzwe mu nyuma (**2:23**)

Uru rukurikirane rurerekana ingaruka nziza y'ubuntu n'uburwaneza vya Boaz yagiriye Rusi (kandi biciye kuriwe, na Naomi yarashikiriwe). Ashitsa ingero yitwa efa (**v. 17**) vyagereranywa n'ica kabiri bibiri vya gatatu vya bushel (Canke hagati y' amalitiro 10-20) (Huey 1992: 532; Younger 2002: 447-48). Umuntu asanzwe yatoragura ingano, ntiyemererwa gutoragura ahariho hose kuri uwo musozi. Rusi yabandanije gutoragura ingano mu murima kwa Bowazi. *"Kugeza aho bahereje kugenya sayiri hamwe n'ingano"* (**u. 23**), ivyo vyerekana neza ko vyamaze indwi uhereye mukwa kane gushitsa mukwa ga tanu (Huey 1992: 533; Younger 2002: 448). Igihe yobandanya kwimbura ingero ingana gutyo ya sayili n'ingano, yoca aronka ibishobora kumutunga we ubwiwe mbere na Nawomi kumara amezi umunani canke umwaka wose. (Younger 2002: 448).[11]

Ikintu nyamukuru c'ibi vyabaye, gishizwe ahagaragara ubwa mbere, ni uko Bowazi ari *"uwo mu muryango wacu wa hafi, ni umwe wo mu bacunguzi bacu"* (**u. 20**). Nawomi ariko arafatira ku vyagirwa muri Isirayeli "incuti-umucunguzi" (Mu Giheburyao = *go'el*) yari umugabo wo "hagufi w'incuti y'amaraso yaba nk'umuvugizi w'uwuri ntahonikora kandi/canke umuntu wo mu muryango yahuye n'ivyago kugira ngo hakosorwe icoshobora kwononera uwo muryango kugira ngo ntugende akagirire, ntuzimangane, kandi ugume umerewe neza canke ngo ubure, *shalom* (cane cane biciye mu gucungura canke ugusubiza itongo, abantu canke, umuryango ntuzimangane)" (Younger 2002: 399; raba **Lew 25:24-34, 47-55**; raba kandi Hubbard 1991: 4-5). Kimwe muri ibi ni igihe umuntu wo mu muryango yari yararongoye agapfa atagira, adasize abana, umu *go'el* yashobora kurongora, gucura umupfakazi kandi umuhungu mukuru avutse yaca afata izina ry'umugabo yapfuye, kugira ngo asubize izina umuryango kugira ngo ugume ukwiye, wuzuye (raba **Itang 38:6-11; Gus 25:5-10**). Ibi kenshi na kenshi vyitwa "ugucura," kivuye mu rurimi rw'Ikiratini *levir*, bisigura "umuhungu avukana n'umugabo." "Uwo bavukana" ashobora kuba uwo bavukana w'amaraso n'uwapfuye canke umuntu mu kibano babona ko ari uko (Britannica 2022: "levirate"). Itunga warazwe, ryari umushinge wivyafatirwako kugirango ushingiranwe n'umulewi. "Ahantu itongo rimaze kugaburwa, ugucungurwa kwaryo 'vyinjira mubigize umulewi" (Younger 2002: 403). Ibi bizerekana ko ari ivyingirakamaro kuba hari imigenderanire hagati ya Bowazi na mwenewabo muri **Rusi 4**. Younger arongerako ati go'el *ntitegetswe* gukura igigkorwa co gucungura ariko yasabwe kugira amahitamwo yo kubikora; ariko kandi ntakundi vyari kugenda yategerezwa gukora ico gikorwa co gucungura. (Younger 2002: 403).

**U. 23** udutwara ku mpera aho bimbura amasaka n'ingano, inyuma y'amezi abiri atanguye ku **murongo wa 3**. Ibi bisigura ko Rusi yakoze n'umwete mwinshi muri aya mezi abiri, uretse ko yashobora kuronka ingero ya efa ku munsi. Nubwo bimeze uko, nta kimenyetso na kimwe cerekana ko mumigenderanire ya haraho bigeze baja. Muri make, ntiturashika ku ndunduro yiyi nkuru, iracabananya.

## IBIBAZO VYO GUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO

1. Ni gute Umukristo yokwifata kubijanye n'igikorwa?

- Ni gute igikorwa ari itegeko?
- Ni gute amashengero yacu yokwigisha abantu ibijanye no gukora kandi agafasha abantu babikeneye kuronka akazi keza, gatanga umusaruro?

2. Ni gute Boazi na Rusi berekanye indangagaciro n'inyifato abakristo bari bakwiye kwisunga?

3. Ni gute Rusi nkumwe muri benenyina (Rebeka, Rakeli, Reya), Ni gute kandi inyifato yiwe igaragaza ubutumwa bwiza?

[11] Ibi vyari gushoboka, kuva Bowazi yemereye Rusi kumuha ibakwe ryo kubandanya *"ugume hafi yaba bagabo banje kugeza bahejeje kwimbura umwimbu wanje wose"* (**u. 21**).

Copyright © by Jonathan Menn 2022. All rights reserved.

4. Ni gute twifata nka *go'els* mugihe twoshikirwa n'ibihe nkivyo uyu munsi?

**E.** ***Rusi asaba ko yogiriranira imigenderanire na Bowazi*** (**3:1-18**)

***[1] Nawomi inabukwe aramubaza, ati Mukobwa wanje, sinokurangira urugo, kugira ngo umererwe neza? [2] None ntihariho Bowazi wo mu muryango wacu, umwe wabana n'abigeme biwe? Umve iri joro aragosorera sayiri kuri ya mbuga. [3] Nuko wiyuhagire, wisige, wambare imyambaro yawe, umanuke uje ku mbuga: ariko ntumwiyereke atararangiza kurya no kunywa. [4] Nuko rero, ni yaryama, witegereze aho aja kuryama, nawe ujeyo, worosore ibirenge vyiwe, uryame; na we arakubwira ico uja gukora." [5] Aramwishura ati, "Ico umbwiye cose ndagikora."***

***[6] Aramanuka aja ku mbuga, abikora vyose nk'uko inabukwe yamubariye. [7] Bowazi amaze kurya no kunywa, ahimvye mu mutima wiwe, aja kuryama I ruhande y'ikirundo c'umuhure: na we aza asoboka, yorosora, apfukura ibirenge vyiwe, araryama. [8] Maze mu gicugu uwo mugabo arikanga, arihindukiza: asanga hari umugore aryamye hepfo y'ibirenge vyiwe! [9] Aramubaza ati, "Uri nde?" Aramwishura ati, "Ndi incoreke yawe Rusi. Worose umuja wawe umwambaro wawe, kuko uri umucunguzi wacu. " [10] Aramwishura ati, "Uragahezagirwa n'Uhoraho, mukobwa wanje; ineza werekanye none iruta iyo werekanye ubwa mbere, kuko utarondeye imisore, ari aboro canke abatunzi. [11] None rero, mukobwa wanje, nta co utinya; ndakugirira ivyo uvuze vyose: kuko abashingantahe bose b'i wacu bazi yuko uri umugore aroranye. [12] Ni ukuri koko ndi umucunguzi wanyu, ariko hari uwundi andusha kuba umucunguzi wo hafi. [13] Rara hano iri joro, kandi mu gitondo ni yakugirira ivy'umucunguzi bizoba vyiza, aze abikugirire; ariko ni yanka kubikugirira, ndahiye uguhoraho kw'Uhoraho yuko ubwanje nzokugirira ivy'umucunguzi: ryama buce." [14] Aryama hepfo y'ibirenge vyiwe, ageza mu rubungubungu: avyuka hataragera igihe umuntu yohwihwisha uwundi. Kuko yagira ngo vyoye kumenyekana yuko uyo mugore yaje ku mbuga." [15] Aramubwira ati, "Zana umutamana wawe uwutege, amugerera ingero zitandatu za sayiri, arazimukorera, aja mu gisagara."***

***[16] Ashitse kwa inabukwe, aramubaza ati, ni wewe ga mukobwa wanje?" Na we amwiganira vyose ivyo uwo mugabo yamugiriye. [17] ati Izi ngero za sayiri uko ari zitandatu ni we yazimpaye: kuko yambwiye ati, ntiwosubira kwa nyokobukwe imbokoboko, ata co ufise.'" [18] Nawomi aramubarira ati, "iyicarire mukobwa wanje, ushitse aho uri bumenyere amaherezo yavyo; kuko uyo mugabo ataja kuruhuka, gushitsa aho abirangiriza uyu musi."***

<u>**Imirongo ya 1-5:** Umugambi wa Nawomi.</u>

Inkuru yanyuma tubona mu gice ca 2 yahaye Nawomi ivyizigiro. Ubu Naomi kuva avuye I Mowabu akaja I Bethlehem ibihe vyabaye vyiza, agira ishaka. Ivyizigiro bidufasha kwibagira twebwe ubwacu, kurota, kwiyumvira kubandi, no kwiyumvira ukugene twokora ivyiza. Gushika ubu tubona Rusi yagize ishaka ryo gufasha Nawomi. Ubu yaramaze kubona ivyo Bowazi- murumuna w'umugabo wiwe- yakoreye Rusi (nawe nyene), Nawomi yagarutse afise umugambi wo gufasha Rusi. Iyi mirongo irerekana ko yarafise umugambi nkuwo, nivyo John Piper yita "Ubuhinga bubereye," i.e., bwiyumviweko, bufise ico bugamije kugira ishaka ryo gukora ikibereye kandi ciza (Piper 2010: 80-81). Nk'uko Bowazi yari igikoresho c'Imana c'umugisha kuri Rusi na Nawomi, ni na ko integuro ya Nawomi ari ikintu kigaragara inyuma kandi cibonekeza c'integuro y'Imana n'intumbero yayo. Imana igihe cose ikorera mu bikorwa vy'abantu. Ugutera imbere kw'iyi nteguro azoba ari ikigize *"uhawe impera ishitse n'Uhoraho"* iryo niryo ryari isengesho rya Bowazi mugice ca **2:12**.

Nawomi ubwa mbere icari kimuraje ishinga wari umutekano wa Rusi n'ukumererwa neza kwiwe (**u. 1**). R. K. Harrison abona yuko haheze ukwimburwa kw'ingano na sayiri, "nta kindi gikorwa canke akandi kazi kazoba kariho ka Rusi kugeza hageze kwimbura imizabibu n'insukoni.[12] Kubw'ivyo, arajwe ishinga no kubona umukazana wiwe aronse aho yicara akamererwa neza." (Harrison 1992: 185) Integuro yiwe ntishingiye ku kugene Bowazi ari umucunguzi ariko ishingiye ku kugene ari incuti yari izi Rusi kandi ko yerekanye impuhwe n'ubuntu kuri Rusi (**u. 2a**). Kubw'ivyo, ashobora kugira ico akoze ciza hamwe yosabwa kumucura, kumurongora. Ibisigaye ku nteguro ya Nawomi biragaragara kandi bisaba gushirwa mu bikorwa. Araja kuba ariko *"aragosorera sayiri kuri ya mbuga"* (**u. 2b**), mu yandi majambo, azoba ari wenyene kandi ari mu bihe ashobora kwishura neza iciyumviro c'uwomusaba ko amucura canke amurongora. Rusi yategerezwa *"kwiyuhagira, kwisiga, no kwambara imyambaro yiwe"* (**u. 3a**), mu yandi majambo, kwerekana ko ari umukobwa yokwegakwega umuntu, umukobwa w'igikundiro; kandi ivyo bishobora kwerekana ko hari ico yashaka gushikako, ko yashaka kurongorwa. Ntiyategerezwa *"kumwiyereka atararangiza kurya no kunywa"* (**u. 3b**), i.e., yararindiriye kumwegera kugeza

---

[12] Imizabibu bayimbura muci, imizabibu nayo mu gatasi (Morrison 2022: n.p.).

Copyright © by Jonathan Menn 2022. All rights reserved.

agiye mugihe ciza aho ashobora kumutahura. Ubwa nyuma, *"ni yaryama, witegereze aho aja kuryama, nawe ujeyo, worosore ibirenge vyiwe, uryame; na we arakubwira ico uja gukora."* (**u. 4**).

Iyi ngingo yanyuma y'umugambi yatumye haba imvo zitari nke. Mubice bimwe bimwe muri Bibiliya, ijambo "ikirenge" rigereranywa n'umubiri w'igitsina c'umugabo (raba **Abac 3:24; 1 Sam 24:3**, igihe umuheburayo avuze ati "pfuka ibirenge vyiwe"). "Kuryama hasi" uryamanye n'umuntu rimwe na rimwe bija munzira yo guhuza ibitsina (raba **Itang 39:7; 2 Sam 13:11**). Nkingaruka, bamwe mubasesanguzi ba Bibiliya babona ko ivyo Rusi ariko arasaba gukora ko ari nko gukabura ibihimba vyirondoka vya Boazi kugirango amwipfuze. Nubwo ari ngombwa ko haba imibonano mpuzabitsina mugihe umugore apfukuye umugabo mumwiza akaryama iruhande yiwe, iciyumviro cuko yamupfukuye akaryamana nawe ntabwo gikwiye, kandi muburyo bw'inyandiko nticemewe. Ubwambere, ukuntu bose yaba Rusi canke Bowazi bafise akaranga k'Imana, ivyo bigaragaza ko bari bamaze kwunga ubucuti. Kuri Nawomi gutanga iciyumviro nkico co kwiyandarika no kumukwegakwega, kandi kugirango Rusi nawe ace yemera kubikora, ivyo vyari binyuranye cane n'indangagaciro zabo bose; ivyo vyari binyuranye kandi n'indangagaciro za Bowazi. Ubwakabiri, ivyo vyasabwe ni umuco utavugwa wo kwubakana (raba **Gus 22:30; 27:20; Ezek 16:8; Mal 2:16**). Ivyo bisa no ku murongo wa **4** aho Nawomi yavuze, *"na we arakubwira ico uja gukora." Icagatatu*, impamvu yatumye yaba Rusi canke Bowazi bemera gukorera kuciyumviro ca Nawomi co kurongorwa nawe, kigaragarira muvyo Rusi na Bowazi bakoze iryo joro: Nta mibonano mpuzabitsina irimwo. Rusi abivuga ashimitse ko akeneye ko bubakana *"Kuko uri umucunguzi"*; Bowazi asezerana ati, *"ndakugirira ivyo uvuze vyose"*; kandi amwita *"**uri umugore aroranye**"* (**3:9-11**). Muvyukuri, iyo Bowazi na Rusi baryamana kumbuga, ivyabaye hagati ya Bowazi n'umugenzi wiwe wa hafi biri mu gice ca 4 "vyari kuba amahano kuri Bowazi, hokenewe uwundi mucunguzi kubera ko yoba yihaye uwundi mugore, agatakaza uburenganzira bwiwe kubwo gutwarwa n'ivyipfuzo vy'umubiri" (Bernstein 1991: 17).

Naho muvyukuri uwo mugambi warujanye n'umuco wabo, hari hakiriho ingaruka. Nta tegeko ribuza Bowazi kurongora Rusi ryari rihari. Nkuko biboneka kuri **3:12**, siwe yari umucunguzi wabo wa hagufi. Icongewe, nk'umutunzi, umuntu ahambaye muri Israel, afise amatongo, yari gusuzugura Russi akamutwenga kubera yari umukene, kandi akaba n'umupfakazi w'umunyamowabu. Ubwanyuma, yari gukoresha ako karyo gushitsa ivyipfuzo vyiwe vy'umubiri agasambana nawe hanyuma agaca avuga ko ariwe yaje kumukwegakwega canke akamwagiriza ko ari umumaraya! Wirengagije ivyo vyose, Rusi yishuye Nawomi ati, *"Ico umbwiye cose ndagikora"* (**u. 5**).

<u>**Imirongo ya 6-15:** Rusi na Bowazi bashitsa integuro ya Nawomi</u>

Nkuko twabibonye incuro zirenze imwe, umwanditsi yerekana ko yari umuhanga muburyo bw'imibereho. Kubwivyo mugihe igice ca 3 muri rusangi categuwe neza:

**A.** Ibikorwa ngereranyo vya Rusi vyo gusaba (bibandanya) (**imirongo ya 6-7**)
**B.** Amajambo ya Rusi yo gusaba (ikiganiro) (**imirongo ya 8-9**)
**B'.** Amajambo ya Boaz yo kwemera (ikiganiro) (**imirongo ya 10-13**)
**A'.** Ibikorwa ngereranyo vya Bowazi vyo kwiyemeza (bibandanya) (**imirongo ya 14-15**)

Nkuko twabibonye kare na cane cane mugice ca 2A, Imana irakora ibicishije mu bikorwa vy'abantu, biciye mubintu ndemanwa canke "Impanuka" kugirango ishitse umugambi wayo (raba **2:3-4** ibiganiro biri aho hejuru). Turabona ikintu nkiconyene yakoze ngaha: Boazi amaze kurya no kunywa hanyuma *"umutima wiwe wari unezerewe, arangije aja kuryama iruhandey'ikirundo c'ingano"* (**v. 7**). Muyandi majambo Bowazi yaratwawe cane amerewe neza (ata n'ico yibaza kubigiye gukurikira), munyuma yaho "vyarabaye" Kuryama mukibanza, hasi aho ivyo bikorwa vyari bigiye kubera, biba ataco yinona kukugene abantu baza kuvyakira n'igicapo bizotanga kubazovyumva.

Rusi yakoze nk'uko yabitegetswe na Nawomi. Igihe Bowazi yikanga, yasanze hari umuntu aryamye ku birenge vyiwe[13] arabaza ati *"Uri nde?"* Rusi arishura ati, *"Ndi Rusi, incoreke yawe, worose umuja wawe umwambaro wawe, kuko uri umucunguzi wacu"* (**u. 9**). Ijambo risigura "ibaba" (Mu Giheburayo = *kānāp*) ni ryo jambo nyene rikoreshwa mu kuvuga' "ibutura" ry'umugabo canke "umwambaro, ikanzu" y'umugabo (Huey 1992: 530). Kubw'ivyo, abasiguye benshi amajambo ya Rusi bayavuze muri ubu buryo bukurikira, *"kubw'ivyo urosa ibutura ryawe umujakazi wawe"* (KJV), canke *"urosa iyo mpuzu yawe wambaye umujakazi wawe"* (NASB), canke na ho *"renza agace k'impuzu yawe ku mujakazi wawe,"* (NIV), *canke pfuka umujakazi wawe*. "Kworosa umutamana" ku muntu ni umugani, canke imvugo yakoreshwa yasigura "kurongora" (Brotzman 1994: 153; Younger 2002: 462n.20). Walter Kaiser, n'abandi berekana yuko "iyo mvugo yerekana umuco, n'uyu musi

[13] Younger agaragaza ko ijambo ry'igiheburayo risobaura "ikirenge" (*marg$^{e}$lot*) rikoreshwa gusa muri Bibiriya **Rusi 3:4, 7, 8, 14** na **Dan 10:6**. Rivuye mwijambo *regel risigura ikirenge, ukuguru kwo hepfo, n'ukuguru.* Muri **Dan 10:6** bashatse kwerekana ukuguru kwose. Nkingaruka, ivyo vyerekana ko Rusi yategerezwa gupfukura ibirenge vyiwe hanyuma "akaryama hafi yiwe (birashoboka ko Atari ibirenge vyiwe gusa, nkuko bikunze kuvugwa)" (Younger 2002: 459, 459n.10).

Copyright © by Jonathan Menn 2022. All rights reserved.

ugikoreshwa n'Abarabu bamwe bamwe, y'uko umugabo yorosa impuzu umugore yahisemwo gutwara nk'umugore wiwe" (Kaiser, et al. 1996: 200). Yamara, ayo majambo ukugene yanditswe (kandi n'ukugene ESV yabihinduye) *"orosa amababa yawe"* ni ngirakamaro ngaha kandi ni amajambo afise insiguro nynshi. Iyo ni yo nsiguro y'ivyo Rusi yavuze. Impamvvu ayo majambo ari ayagaciro nuko afatanye cane nivyo Bowazi yabwiye Rusi muri **2:12**, *"Uhoraho akwishure ivyo wakoze, uhabwe impera ishitse n'Uhoraho, Imana y'Abisirayeli, wahungiye musi y'amababa yayo!" Ahandi hantu honyene imvugo ikwiragwiza ry'amababa ikoreshwa kubijanye n'abakundanye ni muri* **Ezek 16:8,** aho Imana yerekana Israyeli nk'Inkumi aho ivuga iti *"Narakurahiye, nsezerana nawe isezerano, niko uhoraho agize, ucika uwanje."* John Piper avyitegereje, "Nimba ibi arivyo vyerekana ico Rusi yashaka kuri Bowazi, ico gisabo kiri kure cane y'imibonano mpuzabitsina. Yariko aravuga ati, 'Nshakako unsezeranira ko utazompemukira ungire umwe mubizigigwa, kandi ko twogiriranira amasezerano yo kubana." (Piper 2010: 86) Rusi yakoresheje imvugo imwe, nkiyo Bowazi yakoresheje mugushikiriza ivyiyumviro, kugirango Rusi atahure ico Bowazi vyukuri akeneye igihe akoresha imvugo dusanga mugice ca **2:12** yari, "Kuko uhungiye mumababa y'uhoraho, uri umugore nipfuza gupfukisha amababa yanje." (Piper 2010: 87). Nkuko umugabo avuze, "Mugusubiramwo ijambo ry'urufunguruzo rivuye ku minwa yiwe, Rusi neza na neza asaba Bowazi ko yokwishura isengesho ryiwe!" (Hubbard 1991: 17). Ibi vyerekana kandi ukugene Imana ikora "iruhande y'ibicapo tuba dufise," ikoresha abana b'abantu gushitsa intumbero n'umugambi wayo: "Mugupfuka Rusi ni *kānāp*—ivyo bisigura, kumurongora—Bowazi yashikije Yahweh's *kānāp—ivyo bisigura*, uburinzi bwayo kuri Rusi. Ariko, kuboha ikamba yavuye ku mutwe wiwe, kuruta [Ico Nawomi yabasavye muri in **1:8** ko Imana yagiriye imbabazi Rusi], imbabazi Bowazi yagiriye Rusi zerekana uburyo Yahweh yasutse imbabazi zayo kuri we." (Hubbard 1991: 17)

Inyishu Bowazi yahaye Rusi kwari ukudakoresha ibihe Rusi arimwo, mugukwegera umubiri wiwe kumwipfuza. Ivyo yavuze mugice ca **3:10-11**, *"Uragahezagirwa n'Uhoraho, mukobwa wanje; ineza werekanye none iruta iyo werekanye ubwa mbere, kuko utarondeye imisore, ari aboro canke abatunzi.* [11] *None rero, mukobwa wanje, nta co utinya; ndakugirira ivyo uvuze vyose: kuko abashingantahe bose b'i wacu bazi yuko uri umugore aroranye," ivyo vyemeza Rusi ko Boaz yamugomwe kuva igihe bavuganira nawe mu muruma w'ingano*. Igihe Bowazi agereranya mugice ca **3:10** hamwe n' *"uburwaneza bwiwe bwo hanyuma," ijambo risigura* "uburwaneza" ni imbabazi. Ukugirirwa imbabazi kwambere Kwa Rusi ni uko yemeye akagumana na Nawomi, agaheba igihugu cabo, akaza I beterehemu kugumana nawe. Kandi, yabandanije kwerekana uburwaneza bwiwe mukuguma aja kurondera n'umutima ubikunze ukugene bobaho mukuja gukora mumurima w'ingano ighe bariko barimbura. Ubu naho tubona neza ko ahisemwo hamwe na Bowazi kugarukana izina ry'ubwoko bwabo biciye mugikorwa co kugiranira amasezerano yo kurongorana. Mugupfuka Rusi n' "amababa yiwe," Ni ikimenyetso cerekana uburwaneza bwa Bowazi yagiriye Rusi. Imbabazi za Bowazi kuri Rusi ni ukuntu Imana iha imbabazi zayo Rusi aho kandi yamuhaye ingero yise *"ingero ikwiye" dufatiye ku majambo ya Bowazi muri* **2:12**.

Piper yerekana akandi ukugene Imana iriko irakora ikorersheje Bowazi na rusi (ivyo, kandi, bowazi na Rusi ntibabitahura): "Rusi vyasaba ko ategurwa kandi agatunganywa na Bowazi kugirngo yinjire mu muryango uzovukiramwo umwami yesu kristo. Ukwezwa kwako kanya hamwe n'intumbero y'ibihe bidashira bifatanywa nivyo bihe vyo kwezwa" (Piper 2010: 91-92) Yesu yavuze ati, *"hahirwa abafise imitima itanduye kuko ari bo bazobona Imana"* (**Mat 5:8**). Ivyo vyerekana ubugira kandi ibihe bidashira bitangurana nubunyene. Bowazi na Rusi babana umubano wera bibera hasi, kuruta kubana bahuza ibitsina batashingiwe. Ivyo natwe bitwigishe. Piper arongerako, "Ibi ntibigucike. Ibi birahambaye kandi biragufasha mubuzima bwawe ndorabitsina . . . . Ishaka, n'ubuhinga budasanzwe Bowazi yerekanye muguhagararira uburenganzira bwiwe, ivyo bireme muri wewe imbono y'ivyo ubuzima bwawe ndorabitsina: 'Tuzorindira. Tuzorindira kugeza vyose bitunganye dufatiye kuco Imana ivuga.'" (Piper 2010: 92-93) Imana izubahiriza ivyo mu buzima bwawe. Urugezo Imana yubahiriza ibikorwa vyacu vyo kugororoka, birengeye cane uko yubahiriza ubuzima ndorabitsina bwacu. Iki gitabo cose kivuga ibijanye n'inyifato yabantu, hamwe no gukora ivyiza bibereye na cane cane kubantu bo munzu y'abizera. Duhamagarirwa gukora nka *go'els kurabo bose babibereye*. Dutegerezwa kugirira imbabazi bose. Yesu yavuze, *"Aho niho bose bazomenya ko muri abigishwa banje, niyo mwagiriranira urukundo"* (**Yoh 13:35**). Igihe ishengero—wewe kugiti cawe canke twese muri rusangi—ibi bintu twobifata nka nkama, Urahara rwacu muri ino si rwoba urwo akabura rugero, ruhambaye.

Imvo yatumye Bowazi aba umwubahwa kandi akaba n'umwizigirwa kuri Rusi igaragarira ku **mirongo ya 12-15**. Ubwambere yaratahuye ko hari uwundi muntu wo mumuryango wa hafi wa Elimeleki kuruta we; kubera iyo mvo, uburenganzira bwemewe bwo gukora ivyo nka a *go'el buca bugaruka kuri uwo muvyeyi wahafi*. Bowazi ntiyashatse gukora ibinyuranye n'uko urutonde rwubusumbasumbane mumuryango wabo rumeze. Uravye ururkurikirane rwiyi nkuru, tubona ko umenga hiyongeyeko ikindi kintu kidahumuriza mugabo Bowazi aratanga umuco ku **murongo wa 13** nuko bimeze ko igihe umuvyeyi wiwe wa hafi atobabera umucunguzi, we azobikora. Nuko rero, tubona ko ku **murongo wa 13** ararahira mwizina ry'uhoraho: *"Mwizina ry'Imana ihoraho, Nzokubera*

Copyright © by Jonathan Menn 2022. All rights reserved.

*umucunguzi."* F. B. Huey aho yerekanye ko arahiye ku mugaragaro, uko niko umuheburayo yiyemeza ikintu kugiti ciwe," kandi "ntiyareka gushitsa ico yiyemeje igihe amaze kurahira mwizina ry'Imana yiwe, ataruko yoba aciye kubiri n'ibwirizwa rya gatatu (Kuvayo 20:7)" (Huey 1992: 538). Jared Wilson yongerako ati "Bowazi avuga ko azobera umucunguzi Rusi kurera ko *Imana iriho*" (Wilson 2017: n.p.). Ivyo natwe bitubere icigwa: Nimba vyukuri twizera n'umutima wacu wose ko Imana iriho kugeza nubu, nigute ubuzima bwacu bukwiye kumera? Ni gute ivyo bikora ku buzima bwacu muburyo twiyumvira, tuvuga, kandi dukora? Ubwakabiri, ku **murongo wa 14** Bowazi aremeza neza yuko atamuntu numwe yarazi ko Rusi yari aryamye hasi kukirundo c'ingano. Ivyo bigaragaza yuko ivyo bavuganye na cane cane ivyo Rusi yashaka atakizohinduka. Ubwa gatatu, ku **murongo wa 15** hariho ikimenyetso cerekana yuko yiyeguriyye Rusi mukumuha ingero zitandatu za seyiri. Ubwanyuma, naho hari ivyanditswe vyinshi bivuga, *"Hanyuma aja mu gisagara"* (**u. 15b**), igisomwa c'igiheburayo kivuga *"Hanyuma aja mu gisagara (igitsina gabo)." Nimba aruko vyanditse bisigura yuko Bowazi gushitsa ivyo yiyemeje gukemura ikibazo c'umuvyeyi wa Rusi wo hafi yategerezwa kumubera umucunguzi.* Ico cari ikimenyetso ntamusiga cuko yiyemeje kunywana nawe nkuko tubibona mubisomwa bikurikira.

<u>**Imirongo ya 16-18:** Rusi abwira Nawomi ingene ibintu vyagenze</u>

Muri aka gace gatoya, Rusi avuga ingene ibintu vyose vyagenze ku mbuga yo kugosorerako sayiri. Yamara, Rusi yongerako amajambo akomeye avuga yuko, igihe Bowazi yaha Rusi ingero zitandatu za sayiri, yavuze ati, *"ntiwosubira kwa nyokobukwe, imbokoboko, ata co ufise"* (**u. 17**). Mu gusubiramwo ayo majambo "imbokoboko, ata co ufise," duca dusubira hariya inyuma ku vyo Nawomi yigeze kuvuga igihe yinjira i Betelehemu, igihe yashika i Betelehemu *"Navuye ino ninahaye, Uhoraho angarukanye i wacu ndi imbokoboko"* (**1:21**). Vyongeye ngaha, Bowazi ni igikoresho c'Imana kugira ngo ashitse ubugombe bw'Imana mu buzima no mu bugingo bwa Nawomi nk'inyishu y'ugupfisha umugabo wiwe n'abahungu biwe. Inyishu Nawomi yahaye Rusi yerekana yuko atahura ingene Bowazi yiyumva, ibigumbagumba vyiwe hamwe n'ukugene yiyemeje gutorera umuti ico kibazo mu maguru masha. Aha vyongeye ni ho tubonera ubuhinga bw'ukwandika bw'uwu mwanditsi muri iki gice: "Ico gice cugururira canke gitangurana na Nawomi hamwe n'ukurondera 'kuruhuka' kw' 'umukobwa wanje' (u. mbere 1). Cugarira kuri Nawomi kandi n'ivyiyumviro bimwe nyene ('kuruhuka,' kw' 'umukobwa wanje'; u. 18)—ariko ubu hafashwe ingingo iboneka." (Nielson 2022: Week 4: Gusubira Kuri Nawomi)

## <u>IBIBAZO VYO GUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO</u>

1. Abakristo bamwe bibaza ko kugira integuro y'ibikorwa, nukwerekana ukugene ivyo bikorwa bizoja mungiro ko ari ikimenyetso co "kutizera." Wibaza ko arivyo? Kuki arivyo canke Atari vyo?

- Vugane kubijanye n'umugambi wa Nawomi ukugene yawerekanye ku **mirongo ya 1-5**.

2. Ni izihe nzira zitandukanye Rusi na Bowazi bakoresheje mukwerekana umutima w'imbabazi?

- Ni gute dushobora twebwe—umutu kugiti ciwe canke turi hamwe twese nkishengero—twogaragaza umutima w'imbabazi tugakora nka *go'els* (abacunguzi) babandi?

3. Kudakwegwakwegwa n'ubusambanyi rimwe rimwe biragoye bivanye n'ibihe. Kandi Imana iravyubahiriza, nkuko yubahirije Bowazi na Rusi bakagumana ubweranda kubijanye n'imibonano mpuzabitsina kugeza basezeranye kubana biciye mumategeko bakararana hasi bashingiwe nkuko imico yabo yari imeze.

- Ni ibiki twokora kugirango twirinde kugwa mubusambanyi igihe duhuye n'ibihe bitandukanye mu buzima bwacu?

- Ni ibihe vyizigiro kuri abo bamaze kurwa muri ivyo vyaha vy'ubusambanyi nkivyo bitandukanye?

4. Nimba vyukuri dufise ukwizera kwimbitse ko Imana ivugwa mwijambo ry'imana ari nzima, iriho, ni gute ubuzima bwacu bukwiye kumera?

- Ni gute uko kuntu ubuzima bwacu bukwiye kumera, bikora kuvyo twiyumvira, tuvuga, canke dukora?

Copyright © by Jonathan Menn 2022. All rights reserved.

**F.** ***Bowazi acungura itongo rya Nawomi abera Rusi umucunguzi*** (**4:1-12**)

***1 Nuko Bowazi araduga, aja kw'irembo ry'igisagara, yicarayo: maze wa mucunguzi Bowazi yavuze arahaca; aramuhamagara, ati Yewe naka! Ngo wicare hano." Aragenda, aricara. 2 Azana abantu cumi bo mu bashingantahe b'ico gisagara, arababwira ati, Ni mwicare hano. Baricara. 3 Abwira wa mucunguzi ati, Nawomi, umwe yagaruka avuye mu gihugu c'i Mowabu, agomba kugurisha itongo ryari irya mwene wacu Elimeleki. 4 Nagomvye kubikumenyesha, no kukubwira kurigurira imbere y'aba bicaye hano, n'imbere y'abashingantahe b'i wacu. Ni wagomba kuritora, kuricungura, uritore, n'utabigomba mbarira, mbimenye: kuko ata wundi yoritora, yoricungura atari wewe, canke jewe ngukurikiye." Aramwishura ati, Ndaritora, ndaricungura." 5 Maze Bowazi aramubarira ati, Ni wagura iryo tongo na Nawomi, ukwiye kurigurana na Rusi Umunyamowabukazi, umugore w'umuhisi, ngo uhonore umuhisi, ribe ishamvu y'izina ryiwe." 6 Wa mucunguzi aramwishura, ati Ubwanje sinshobora kuritora, kuricungura, ngw iyanje shamvu ndayidabanganye: Subira mu gishingo canje co kuritora, co kuricungura kuko jeho ntashobora kuritora, kuricungura." 7 Kera uwu ni wo wari umugenzo w'Abisirayeli wo gucungura no kunyuranya, kugira ngo vyose bishingwe: umuntu yakura inkweto yiwe, akayiha uwundi. Uko ni ko Abisirayeli batanga icabona c'incungu, ca ben'ivyo. 8 Nuko wa mucunguzi abarira Bowazi, ati "N'uryigurire." Maze akura inkweto yiwe.***

***9 Bowazi abarira abashingantahe n'abantu bose, ati Mbatanzeko ivyabona uyu musi, yuko nguze ivyari ivya Elimeleki vyose, n'ivyari ivya Kiliyoni na Mahaloni, mbiguze na Nawomi. 10 Kandi na Rusi Umunyamowabukazi, yari muka Mahaloni, ndamuguze ngo abe umugore wanje, ngo mponore umuhisi, ishamvu ntive kw'izina ryiwe, izina ry'umuhisi ryoye kuzimangana muri bene wabo, no ku marembo y'igisagara cabo: mbatanzeko ivyabona uyu musi." 11 Nuko abantu bose bari kw'irembo n'abashingantahe baramwishura, bati, Turi ivyabona vy'ivyo. Uwo mugore aje mu nzu yawe, Uhoraho amuhwanye na Rakeli na Leya, ari bo bompi bashinze inzu ya Isirayeli: nawe uragasagamba muri Efurata, ube rurangiranwa i Betelehemu: 12 kandi inzu yawe, nihwane n'iya Peresi, uwo Tamari yavyariye Yuda, bizanywe n'uruvyaro Uhoraho azoguha, kuri ico gitamba."***

**Imirongo ya 1-8:** amajambo yavuzwe hagati ya Bowazi n'umucunguzi wa hagufi akavugirwa kw'irembo ry'igisagara

Ivyo biyago vyerekana ko, Bowazi ativuguruje kuco yavuze. Bowazi yagiye kwirembo ry'igisagara, aho niho ibidandazwa vyasuzumirwa kandi n'ibibazo vyamatati niho vyataturirwa n'abashingantahe b'igisaga. (raba **Gus 22:15; 2 Sam 15:2**). Kuko muvyukuri, umuntu wese yategerezwa guca kwirembo ry'igisagara, Bowazi ubwiwe yahagazeho ararindira. Ntiyahahagaze umwanya muremure. **Umurongo wa 1b** utwereka kandi ko ikiganza c'uhoraho cari kuri we igihe havuga ngo, *"Ehe raba umucunguzi, yavuzwe na Bowazi araje." Ivyo bisa nibiri mu gice ca* **2:4** (*"Ehe raba, Bowazi araje avuye I Bethlehem"*). Muyandi majambo, "None utahuye iki! Umucunguzi wa hagufi arahejeje kuvyerekana." Imana yariko irakurakuranya ibihe.

Ku murongo wa 1c, insobanuro (*"Guhindukira, umugenzi, icara ngaho*) harabura urukurikirane rw'amajambo umwanditsi akoresha. Mu giheburayo, umucunguzi wa hagufi bamwita, *p<sup></sup>*$^{e}$*loni almoni. Ako ni akarorero k'amajambo abiri adafitaniye isano, mbere atagira n'insiguro*, (e.g., hodge-podge, helter-skelter, hocus-pocus) ayo ni amajambo aja hamwe agaca agira iyindi mvugo. Afise insiguro nziza, "Mr. So-and-so" (Huey 1992: 541; Younger 2002: 474). Impamvu yibi nuko biciye kuri Bowazi yarazi neza izina ryuwo mugabo, niyo mpamvu Atari kwirengagiza gushitsa ico yategerezwa gukora nka *go'el* (umucunguzi wa hagufi); biragaragara ko umwanditsi atashatse kuvuga izina ry'uwo mugabo. Birasa cane nivyo dusanga mwisezerano rishasha amajambo dusanga muri **1 Kor 5:5; 2 Kor 2:6**, aho hari umugabo yaryamanye na nyina mugabo izina ryiwe ntirivugwa, bavuga ngo *"uwo muntu."* **Umurongo wa 2** aho hatubwira rero ko Bowazi *"yatoye babashingantahe b'igisagara aravuga ati, 'Ni mwicare ngaho.' Mu migenzo y'idini y'abayahudi abagabo cuni nico cari igitigiri ca nyuma cemewe mu gutangura idini, kandi abagabo cumi Bari bemererewe no gukokora umuhango w'ubukwe.*" (Smith na Cleland 1952: 847). Ibi vyerekana yuko Bowazi atarindiriye abarongozi bisinagogi ko bashika ahubwo yarisohokeye arondera abashingantahe bakwiza igitigiri cumi kugirango bamushingire, kubwo umuryango mushasha yaragiye gutangura.

Ku **mirongo ya 3-4**, Bowazi atangura kuvuga ikibazo ciwe. Vyinshi muvyo yavuze biri ku murongo wa **3**—*"Nawomi yaragarutse avuye mu gihugu c'imowabu, kugurisha itongo ry'umuvyeyi wabo Elimelech"—barabonana amaso muyandi. Ubwambere,* ibi ntibishobora kwerekana igurishwa burundu ry'itongo na Nawomi, kubera yuko itongo ry'umuryango, canke inyegu y'umuryango idashobora kugurishwa burundu, gusa rishobora gukoteshwa igihe gito kugeza umwaka ukurikira wa Yubile ugeze (raba **Abalewi 25:14-16, 23-25**). Ubwakabiri, Elimeleki bigaragara ko yari yagurishije uburenganzira bwo gukoresha iryo tongo imbere yuko bahungira I Mowabu. Nawomi ntiyarafise uburyo bwo kurigaruza, niyo mpamvu yaciye aha uburenganzira bwiwe

Copyright © by Jonathan Menn 2022. All rights reserved.

umucunguzi wa hagufi bwo kubikurikirana nkuko mu Barewi **25:25** havuga kugirango iryo tongo rigarukanwe mu muryango.[14]

Igihe uyu mucunguzi wa hafi yavuga ku **murongo wa 4** ko yotugarurira iryo tongo, we yari yitayeho gusa iryo tongo gusa. Yategerezwa kumenya neza ko "mugihe abagarurije iryo tongo bisigura yuko aca arongorana nuwo mupfakazi, kandi bigaragara neza yuko uwo mupfakazi yavugwa ko yari Nawomi. Uko uyu mucunguzi wa hafi we yabibona, we ntiyumva ko bishoboka ko iryo tongo yoricungurana na Rusi hamwe na Nawomi bosi bakarongorwa nuwo mucunguzi wa hagufi, akabacungurana niryo tongo." (Davies 1983: 233) Ivyo vyari kumukundira kubera yuko Nawomi yoba yari yaramaze kurenza imyaka yo kuvyara (raba **1:11-12**). Igihe rero hatabonetse uwukomotse mu muryango wa Elimeleki iryo tongo yociye aryegukira. (Davies 1983: 234; Younger 2002: 476).[15]

Ngaha, ubwa mbere, Bowazi avyura ikintu gikomeye, avuga ikintu gikomeye: "*Maze Bowazi aramubarira, ati Ni wagura iryo tongo na Nawomi, ukwiye kurigurana na Rusi Umunyamowabukazi, umugore w'umuhisi, ng'uhonore umuhisi, ribe ishamvu ry'izina ryiwe. Wa mucunguzi aramwishura ati Ubwanje sinshobora kuritora, ngw iyanje shamvu ndayidabanganye: Subira mu gishingo canje co kuritora, kuko jeho ntashobora kuritora.'"* (**imirongo ya 5-6**) Ugucungurwa kwiryo tongo nivyo vyatumye haba ukurongorwa kwa Rusi, kuko intumbero ya mbere kwari ukugarukana umwandu wu''umuhisi, kugirango uwo mwandu wandikwe mumategeko kandi haboneke nuwuwukurikirana gutyo umuryango wose uwugireko uburenganzira J. G. Baldwin avuga, "Elimeleki yarafise uburenganzira kuri uwo mwandu; Rusi umukazana wiwe yari yibereye ngaho, kandi umugabo yari yaguze iryo tongo yari afise igikorwa co guteza imbere umwandu w'umuhisi. [**Gus 25:5-6**]. Igihe umuhungu yavutse, iryo tongo ribwirizwa kugaruka, kandi, *go'el* bagatahura neza ko ari umwandu wabo kuko umwana atokwegukira umwandu wamaze kugurwa. Ikindi naco azoba afise uwundi muryango wiwe aronderera." (Baldwin 1970: 282) Iciyongeyeko, naho Rusi yoba yararongowe amaze nkimyaka cumi atararonka umwana, aracari muto wo kuvyara, sicokimwe na Nawomi yoba yaramaze guca imvyaro. Igihe cose yovyarira umuhungu, niwe yoca aba samuragwa, atari uwiryo tongo gusa ryacunguwe, ahubwo umuce w'amatungo yose yoba ahari." (Davies 1983: 234) Iyo niyo mpamvu yatumye wamucunguzi wiwe wa hafi aca atanga inyishu yihuse, *"Ubwanje sinshobora kuritora, ngw iyanje shamvu ndayigabanganye: Subira mu gishingo canje co kuritora, kuko jeho ntashobora kuritora"* (**u. 6**).[16]

Aha bica biboneke neza yuko uko ibintu vyakorwa *"mu bihe vyakera" ikimenyetso cemeza ko umuntu yaguze itongo, mugukura isandale yambaye, akayiha uwuriguze nkikimenyetso cuko bahanahanye itongo* (**imirongo ya 7-8**) biboneka yuko uwo mugirwa utagikorwa kuko igitabo camaze kwandikwa; kubwivyo, hari hakenewe insiguro yimbitse. Ico nico kimenyetso cerekana ko ico gitabo coba canditswe inyuma y'igihe c'abacamanza (igihe iyo nkuru yaba). Nkakarorero, **Yer 32:9-12**, canditswe mugihe bari mukinyago I Baburoni, bivugwa ko igihe Yeremiya yandika, impapuro zemeza ko haguzwe itongo zarakoreshejwe. Bikwiye kandi kumenyekana ko umugigwa wo gukura isandare ukazihereza uwo muguze, nkikimenyetso ko habaye ubuguzi bw'itongo, itongo, ntabwo aricokimwe nikimenyetso co guca bugufi mu gukura isandare kuvugwa mu **Gus 25:7-10** igihe umucunguzi wa hagufi yanse kurongora umugore wa murumunawe, kugirango ahonore umuryango. Muri iki gihe ca Bowazi, umucunguzi wa hagufi ntiyakurikije urwo rutonde. Naho uyu mucungunzi wa hafi yarafise ubushobozi bwo gucungura iri tongo no kurongora Rusi atabikoze, icabitumye nuko atavuzwe izina. (Ibibanza ubwiwe abona ko ari bibi), ivyanditswe ntibimucira urubanza.

Jeffrey Cohen nawe yerekana izindi mpamvu afatatiye ku majambo agarukagaruka mu gitabo ca Rusi,ko Rusi Atari umuyudakazi w'umunyamowabu (raba **1:4, 22; 2:2, 6, 10, 21; 4:5, 10**). Iyo niyo mpamu yatumye uyu mucunguzi wa hagui yanka gucungura iryo tongo eka mbere no kurongora Rusi,ashobora kuba Atari yubatse muburyo bw'amategeko,canke atagira ahaba, canke akavuga ati kwongerako uwundi mugore n'abandi bana bongera kubo afise bakazosangira umwandu bidafise insiguro kubana bahasanzwe – ariko,icoroshe kandi gisanzwe nurwo ruvangatirane,igiteye ubwoba nuko abo bana bahasanzwe bashobora kumaramazwa mumaso y'abantu mugihe se wabo yoba agize ubugeni n'umunyamowabukazi" (Cohen 2021: 184). Cohen yongeyeko ko igihe umuryango uwo ari wo wose uhaye ikaze canke ukarongora umugore w'umunyamowabu, "nta cemezo kihari ko ivyo azokora bizemerwa muburyo bw'uburinganire, n'abantu bo mukibano babisirayeri. Birashoboka ko imigirwa n'inyifato isanzwe ikorwa yo 'kuryamana n'umwansi' yoba ibaye, kandi ko ibirenze amagarwe yo

---

[14] J. G. Baldwin states, "Kugeza ubu nkuko tubizi, umupfakazi nta burenganzira yarafise bwo gutorana, ariko yaragwa mwizina ry'abahungu biwe" (Baldwin 1970: 282).

[15] Nuko rero, kuko umugore Atari afise uburenganzira bwo gutorana, uretse mubihe bimwe (raba **Num 27:1-11; 36:1-13**), ivyo vyoshobotse ku mucunguzi wa hagufi kuragwa iryo itongo ataco bimusavye igihe Nawomi n Rusi boba barapfuye. Bowazi niwe yashize ico kibazo kumugaragaro kandi asaba ko cotoregwa umuti.

[16] Ronald Hals yarerekanye kandi avuga ko ikiganza c'Imana cari inyuma yivyariko biraba: "Ndetse n'ivyiyumviro biva mu mutima bikoreshwa n'Imana, ni muri ubwo buryo nyene Bowazi yakoresheje mwenewabo wa hagufi" (Hals 1969: 18).

Copyright © by Jonathan Menn 2022. All rights reserved.

gusuzugurwa vyoba bifitaniye isano no kwibuka ururvyaro rwa Elimeleki kubwo iyo mvo." (Cohen 2021: 185)

Ico kibazo kirinjira cane mumutima w'ubutumwa bwiza. John Piper yabonye ko iyi nkuru ya Rusi "yubatswe neza kugira ngo hinjiremwo umugore w'umunyamowabu mu gisekuruza ca Dawidi na Mesiya" (Piper 2010: 133). Ivyo bigaragarira muri **Mat 1:3-6** aho Rusi umwe mubagore bane gusa bavuzwe mugisekuruza ca Yesu: Tamari, Rahabu, Rusi, and Batisheba. Muvyukuri, umwe umwe wese muri abo bagore bane yatahurwa nk'umunyamahanga, aha rero bashizwemwo kugirango berekane Mesiya, kandi ko abakurambere babagore bakomoka kuri Aburahamu batabaho kubwo insiguro, kuba umunyamahanga ntaco bitwaye, kugira abakurambere babanyamahanga naho nyene ntaco bitwaye kuko Mesiya ni uwabanyamahanga kandi ni uwabayahudi" (Bauckham 1995: 313).

Umwe umwe wese muri abo bagore yarafise kahise abantu bakeneye kumenya. Tamari yihinduye umumaraya asambana na Yuda kuko yanse kumuha umuhungu wiwe agira gatatu, Shelah, akamuhaTamari ngo amurongore inyuma yaho umugabo wiwe Eri (imfura ya yuda) apfiriye munyuma na Onani, umuhungu wiwe wa kabiri nawenyene agapfa (**Itang 38:1-30**). Yavyaye Perez igihe yasambana na sebukwe. Yuda ubwiwe yari yarongoye umugore w'umunyakananikazi (**Itang 38:2**). Naho mumamuko ya tamari atavyerekana neza, benshi bizera yuko nawenyene yari umunyakananikazi (raba Bauckham 1995: 314-20; Kadari 1999: "Ubugeni bwaTamari"; Warner 2022: n.p.). Rahabu yari umumaraya w'umunyakanani ava I yeriko (**Yosuwa 2:1-2**). **Mat 1:4-5** havuga ko yari nyina wa Bowazi kuri Salumoni (uwo nawe aboneka mu runganwe rwabavugwa muri **Rusi 4:20**); nkingaruka Bowazi ubwiwe yari afise amaraso y'abanyakanani muri we.[17] Naho Rahabu yari umunyakanani, yava I yeriko, ico naco akaba cari igihugu Imana yasezeraniye abisilayeli. Rusi rero kuba Atari umuyuda w'umunyamowabukazi sivyo vyonyene ahubwo yari hanze y'igihugu c'isezerano (**Gus 2:9**). Batisheba yari arongowe n'umu Heti (**2 Sam 11:3**). Amamuko yiwe ntaboneka neza. Benshi bibaza ko yoba yamuka mu bisilayeli (uravye ivyahariweko "yari Batisheba" 2021: n.p.) hanyuma, kuva arongowe n'umu Heti nawe yaciye acika umu hetikazi. Bibiliya yerekana ko Batisheba yari umwana wa Eliyamu, sewiwe yari *"Ahitofeli wi Giloni"* (**2 Sam 11:3; 23:34**). Edwin Hitti avuga, "Aba Giloni barazwi cane kubwo igisagara ca Gilohi mu bisagara vya Yuda hafi y'I Heburoni (Josuwa 15), kandi yari umwe wo mu muryango w'abanyakanani batirukanywe mu gihe c'ubuyuda. Bamwe mubagerageje kuhaba babana n'ubwoko bw'abayuda kandi baca barongora muri ubwo bwoko nyene." (Hitti 2019: n.p.) Ivyabaye, Batisheba yasambanye n'umwami Dawidi (**2 Sam 11:1-5;** naho yitwaje ko ari umwami, yarafise amahitamwo make kuri iki kibazo, kandi kuba yararyamanye nawe kuri we ni umunezero).

Ivyo vyose ni bimwe muvyari mumugambi w'Imana. "Ico Imana yariko irakora mu mugambi wayo wa kure utaboneka, kwari ugushiraho ibombe izosambura amacakubiri y'intara n'amoko . . . Inkuru ya Rusi itubwira ko umunyamowabu [nkuko tubibona, umunyakanani] ni amaraso ava mumara y'umwana w'Imana. Ayo maraso rero yasetsetse kubwo agakiza k'abanya mowabu—hamwe n'iyindi migwi y'abantu bose." (Piper 2010: 134) Nk'uko Kayafa umuherezi mukuru yari yavugishijwe, Yesu *"yagira apfire ubwo bwoko kandi si ubwo bwoko bwonyene ariko ngo abana b'Imana bose bari basanzaye, abakoranirize hamwe"* (**Yoh 11:51-52**). Ivyo vyarashikijwe. **Ivyah 5:9** havuga hati *"kuko wishwe, ugacungurira Imana abo mu miryango yose, no mu ndimi zose no mu moko yose no mu mahanga yose, ubacunguje amaraso yawe."* Nkuko Paul yavuze mu **Rom 9:25-26**, "Abatitwa abantu banje, nzobita 'abantu banje,' kandi umuntu Atari umukunzi wanje, nzomwita 'umukundwa.' Kandi ahantu hose havuga ngo, 'Ntimuri abantu banje,' aho hazoca hitwa 'abana b'Imana ihoraho.'" (Nicokimwe **Hos 2:23**; raba kandi **1 Pet 2:10**) Kubera ivyo, *"Ntihashobora kuba Umuyuda, canke Umugiriki, ntihashobora kuba umugurano canke uwidegemvya, ntihashobora kuba umugabo canke umugore, kuko mwese muri umwe muri Kristo Yesu"* (**Gal 3:28**). **Kol 3:11** na ho nyene havuga nk'ivyo, *"aho ntihaba Umugiriki canke Umuyuda, uwakebwe canke utakebwe, udebagura canke Umusikiti, umugurano canke uwidegemvya, ariko Kristo ni vyose, kandi ari muri bose." Ivangura rifatiye ku mahanga, ubwoko, n'umuryango biranyuranye cane n'ubutumwa bwiza.*

---

[17] Nkuko tububona ku **mirongo ya 18-22**, kenshi muri Bibiliya, amazina y'ibisekuruza "bayagira magufi" (i.e., amazina amwe amwe barayakurako) mu ntumbero yo "gukoreshwa neza kandi mu rutonde" (Younger 2002: 403). Nkingaruka, mu cubahiro cinshi, turabona ibisekuruza bivugwa muri **Rusi 4:18-22 no** muri **Mat 1:3-6**, D. A. Carson arabigaragaza, "Imyaka yababa amajana ane (Itang 15:13; Kuv 12:40) tubona igizwe n'ibinganwe bine kuva kuri Perez gushika kuri Amminadabu. Atagukekeranya, hari amazina amwe, amwe yakuwemwo d: irivuga ry'ikigiriki risigura 'umuvyeyi wa (*gennaō*) ntirisaba kuba hari ubucuti bifitaniye bwa hafi bafitaniye ariko risigura kenshi ikintu nka 'yari sekuru wa'canke 'kuba uwo mu ruvyaro rwa.'

Muri ubwo buryo, ubucuti buri hagati ya Amminadab hamwe na Dawidi ni ubwa hagufi: Amazina menshi yarafuswe. Nimba amazina nkayo yarakwiye imbere ya Bowazi, kugirango Rahabu, ntace yitwa ubwonyene nyina wa Bowazi. (nkuko na Eva ataciye 'nyina w'abariho bose,' Itang 3:20), ariko, inyuma ya Bowazi, canke bose, ntawari kuvyemera." (Carson 1984: 65; raba kandi Jones 2012: n.p.) Munsiguro Atari nke zijanye no gusesangura ivyanditswe, zivuga ko Rahabu yarongoye Salomon, raba Bauckham 1995: 320-25.

Copyright © by Jonathan Menn 2022. All rights reserved.

Ibi bifise akamaro gakomeye kuba kristo kugiti cabo, hamwe no kwishengero muri rusangi. Mu **Vyakozwe n'intumwa 10** Petero yari yarerekanywe ko Imana itagaragaza kuboguma hagati y'abayuda n'abanyamahanga. Ivyo yaravyerekanye mu vyakozwe n'intumwa **11** ku bayahudi barwanya ukugene afungura, agasangira n'abanyamahanga batakebwe. Yamara, **Gal 2:12-13** hatubarira hati *"Kuko abavuye Kwa Yakobo batarashikayo yasangira n'Abanyamahanga; ariko bashitseyo, ariyonjorora, arabanena, kuko atinye abo mu bakebwe. Kandi n'abandi Bayuda bahumbana na we, bitayeko na Barunaba atwarwa n''ubwo buhumvyi bwabo."* Intumbero ya Paulo muvyo avuga binyuranye, nibiri muri we, ivyo yizera. Bigaragara ko yagomba guhakana ubutumwa bwiza yigishije ubwiwe, kandi akabwizera. Nkingaruka, Paul *"yahakanye ishusho yiwe bwite, kuko yariciriye urubanza"* (**Gal 2:11**), mu vyukuri tumwita "indyadya" (**Gal 2:13**), hanyuma tukerekana ko *"uko yifata ntibijanye n'intambuko z'ukuri z'ubutumwa bwiza"* (**Gal 2:14**). Kuva ico gihe, iyo ngorane ntiyabaye hagati ya Paulo ubwiwe nabantu babanyamahanga gusa, ahubwo n'ishengero ryose ryarakozweko, kandi ikibazo cari ikijanye n'akaranga k'ubutumwa ubwabwo, Paul ntiyagiye kuri Petero mwibanga, (uravye **Mat 18:15-16**) ariko muvyukuri yamwatatse ari mubantu (raba kandi **Ef 5:11; 1 Tim 5:20**).

Urugamba rwa Paul rwashitse mumutima w'ingorane, aho vyagaragaye neza ko Petero atagaragaza *"intambuko z'ubutumwa bwiza bw'ukuri"* (**Gal 2:14**). Petero yahakanye ubutumwa bwiza, igihe yihakana n'abanyamahanga ko badakwiye kwiyumva ko bangana n'abandi mu rusengero. ntibiyumva nk'abanyamuryango. Aho yari yihakanye gose abanyamahanga ko atabemera, hamwe nibigenga ubuzima bwabo. (i.e., uwo nawe barasangiye) kubwiyo mvo, niyo mpamvu ari abanyamahanga. Mu bikorwa, naho yari abizi neza, petero yariko avuga ubutumwa bwerekeye "abayuda gusa." Uku ni uguhakana kwuzuye umugambi w'integuro y'agakiza, ivyo navyo bisigura yuko uba uhakanye isezerano rya kera, uguhindura ubusa ico yesu yakoze ku musaraba, ukagarukana amasezerano y'ibintu vya kera. Rich Lusk avuga, "Kubera ko amategeko ari mwisezerano rya kera ari ayajanye n'ubuja hamwe no gukumirana, aho gutanga umwidegemvyo n'ukunywana, amategeko y'amasezerano, hamwe no gushitswa kw'ivyasezeranywe, kubanyamahanga bizera, kuja munsi yayo mategeko vyasigura ko ari nkugusubira inyuma cokimwe no kubayuda, kuja munsi yayo mategeko kwari nko kuguma mubusaza. Itandukaniro rikomeye aho riri [hagati ya paulo n'abayuda] nuko Paulo yabona ivyo ibihe vyiherezo muri Kristo. Ivyo abayuda bari bashizeko umutima, kwari ukuguma bakurikiza ivyo Torah yigisha. Paulo yarashobora kuvuga, kandi abamurwanya babayuda ntibashobra kuvuga, ko igihe casezeranywe muri kahise c'ibihe vya nyuma kigeze. Cugurura imiryango y'imigisha n'amasezerano, atari kubakomoka ku ruvyaro rwa Aburahamu gusa ariko no kubakomoka ku ruvyaro rwa Adamu bose. Ingorane nyamukuru yari I Galatiya yari ifatiye ku bayuda bishira bakizana, hamwe n'abayuda batari bafise umwidegemvyo bifatiye kukudatahurana ku vyiyumviro vyabo bijanye n'ugucungurwa hamwe n'amateka. Israyeli yahinduye Torah, yagomvye kuba inzira yo kurangiza ukuza kwa Kristo (cf. Rom. 10:4), ikarangira ubwayo, gutyo hamwe no muburyo bwo gusenga ibigirwamana. (Gal. 4:8-9; cf. Rom. 2:22)." (Lusk 2003: n.p.)

Ikibazo kiza gukomera igihe ishengero canke umukristo kugiti ciwe yankiye umuntu kuba umunywanyi, kimwe mu burongozi, kuja hamwe n'abandi, kwumva ko angana n'abandi, kubera imvo z'amacakubiri, amoko, imico, ubutunzi, ikibano, canke ikindi icarico cose kimeze nkico. Iyo niyo yari ingorane ikomeye yarihari atari mwishengero ry'igaratiya gusa ariko mbere no mwishengero ryi Yelusalemu muri rusangi (raba Ivyak **6:1; Yak 2:1-13**). Iyo yagumye ari ingorane ikomeye mwishengero eke mbere no mwisi yose uyu munsi. Ivyo kandi bivana kenshi no kubura imigenderanire hagati y'amashengero atandukanye. Ivyo nivyo, tuguma twibaza yuko ivyizerwa vyacu bifatiye kuri teolojiya arivyo vyukuri kandi ko abo bose bose tudahuza ivyizerwa bazimiye. Naho twoba dufise ivyizerwa bifatiye kuri Teolojiya vy'ukuri, turashobora kuba dufise ukuri munzira imwe nkuko vyari bimeze kuri Petero: Ivyizerwa vyiwe vyo mu mutima ku bijanye n'abayuda hamwe n'abanyamahanga muri Kristo vyari ivyo ukuri, ariko kuko ivyo vyizerwa vyiwe bitagaragajwe n'ibikorwa bigaragara kandi vy'ukuri kugirango amenye neza yuko abanyamahanga bafashwe kumwe n'abandi bose, Petro yari indyadya "*atagaragaje ukuri kw' 'ubutumwa bwiza." Mu vyukuri, yahinduye iragi ry'imigenzo y'abayuda ibigirwamana."* Mu vyukuri, yahinduye iragi ry'imigenzo y'abayahudi ibigirwamana. Ibi birahambaye. Ubutumwa bwiza ni ukuri, kandi ukuri kubwirizwa gufatana n'imibereho yacu kandi kugafatana nivyo twizera. Igihe amashengero (umuntu kugiti ciwe) atokwisubiramwo ubwayo ngo ahindure uburyo ariko arakora, na cane cane ibijanye no kwerekana uko ubutumwa bwiza bufatana n'imibereho y'abantu, Urubanza rw'Imana ku munsi w'imperuka, rushobora kuba aruko twebwe tutabaye abizera bizigiwe n'Imana, canke amashengero yarahagaze gusa ariko muvyo ukuri yuzuyemwo indyadya n'abakora ibizira. Ukwinjiza "Rusi umunyamowabu" mu muryango werekeza kuri Dawidi no kuri yesu, vyakozwe n'Imana ubwayo mu mugambi wayo nk'ikimenyetso c'ibigomba gushika biciye mu butumwa bwiza.

<u>**Imirongo ya 9-12:** Bowazi aronka uburenganzira bwo gucungura itongo no kurongora Rusi</u>

Bowazi yari azi neza ingene ibintu vy'amategeko ya isirayeli vyagenda n'ingene vyari bipanze, bitegekanijwe, ivyasabwa vyerekeranye n'ugucura umugore, ico vyajana ari vyo bikorwa vya *go'el,* n'aho

Copyright © by Jonathan Menn 2022. All rights reserved.

ugucungura itongo n'ugusubiza uko vyahora umuryango n'izina ry'inzu vyahurira, hamwe n'ugucura umupfakazi, kandi ivyo yarabishize mu ngiro vyose ata kivuyemwo (raba vyongeye, uburorero, **Mat 10:16; Luka 16:8-9; Ivyak 22:25**). Ukuronswa uburenganzira bwo gucungura itongo vyari kumutwaro. Amafaranga Atari make (bivanye nimyaka yariheze yaratawe kugeza ku mwaka wa Yubile), kandi ukUrongora Rusi vyari gutuma mu kibano batavyakira neza ndetse bakaraba nabi uwo muryango mushasha kubera ukuvuka kw'umunyamowabu. Nubwo vyari bimeze uko, Bowazi ntaco vyari bimutwaye gucungura itongo no kurongora umunyamowabukazi. Yarakunda cane Rusi. Yavuze imbere y'ikoraniro ry'abashingantahe ashize amanga kandi aciye bugufi ati, *"Mbatanzeko ivyabona uyu musi, yuko nguze ivyari ivya Elimeleki vyose, n'ivyari ivya Kiliyoni, na Mahaloni, mbiguze na Nawomi. Kandi na Rusi Umunyamowabukazi, yari muka Mahaloni, ndamuguze ngo abe umugore wanje, ngo mponore umuhisi, ishamvu ntive kw'izina ryiwe,izina ry'umusisi ryoye kuzimangana muri bene wabo, no ku marembo y'igisagara cabo: mbatanzeko ivyabona uyu musi* hamwe niyi mvugo yakoresheje muri iri ryungane *"Rusi umunyamowabokazi,"* aya ni amajambo y'umugabo "kurungikira ubutumwa busobanutse kandi butinyitse abarongozi bose ndetse nabantu basanzwe bo mu kibano kugirango bamenye ko atazihanganira gusa akajagari kazoza kerekeye uko ubukwe bwiwe na Rusi butunganijwe, canke ikindi naco kubijanye n'uburenganzira busa nuko adafise bwo kwegukira itongo ry'umuhisi Elimeleki, ariko kandi we yari abiteze bose kugirango bamenye ko abanyamowabu ko bafise uburenganzira bwuzuye mu rugo rw'umuyahudi." (Cohen 2021: 185-86)

Izo nkomezi ziwe zuzuye hamwe no kuba yari atinyitse, vyatuma agira ivyizigiro. Abantu bose bo ku muryango bati, *"Turi ivyabona"* (**u. 11**). Ariko barageze kure kugezaho bahezagira bose Rusi na Bowazi, na cane cane ko bahaye rusi akarangamutu bagereranije na Rachel hamwe na Leya kandi bibaza ko Bowazi na Rusi bazogira uruvyaro rwinshi (**imirongo ya 11-12**). Gutyo ivyari vyerekanywe mugice ca **2:11** ubu birasobanutse neza. Mu vyukuri Rusi ntacitwa "Rusi umunyamowabukazi." Ahubwo abantu babona *"uruvyaro uhoraho azoha uyu mugore akiri muto"* (**u. 12**). Imihezagiro y'abantu mu **mirongo ya 11-12** ivyo bisa n'imigisha y'ubugeni busanzwe bwo mu kibano canke kubandi basezeranira I Bethlehem (raba Bernstein 1991: 23-24). Ariko, bigaragaza kandi urugero rw' insiguro yimbitse yiharije muri ibi bihe. Ugereranije naya majambo *"uruvyaro uhoraho azoguha"* yerekana ko ukurikije imyaka cumi Rusi ari ingumba, ugutabarwa n'ijuru kwari gukenewe gusa igihe Bowazi na Rusi bakeneye kuvyara umwana. Abantu bagereranya no kuri Tamari ko bifise insiguro kubera "ubwambere, bifatiye kubugeni bw'umulewi, ariko, mugihe Tamari yavyanse gose, Bowazi yubahirije itegeko. Ubwakabiri, barabibonamwo inyungu idasanzwe. Peresi, yavyawe na Tamari nkingaruka y'ivyipfuzo vyiwe, yari sekuruza wa Bowazi (u. 18), kandi benshi barakekeranya mu karere ki Bethlehemu, kubijanye n'ibisekuruza bivugwa ko uretse abahungu batatu ba Yuda, nibo uruvyaro rwose rukomokako." (Baldwin 1970: 282; see also Bernstein 1991: 23 ["Tamari, nka nyina wa Peresi, ni nyokuru w'ubwoko bwabo"])

## IBIBAZO VYO GUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO

1. Raba itandukaniro riri hagati y'uburyo bukurikizwa n'amategeko hamwe nico imico ivuga: Umuvyeyi wa hafi ntafise uburenganzira bwo gucungura itongo hamwe no kurongora Rusi, naho imico yiwabo yobimwemerera; Bowazi yarazi kandi yarakurikiza ico amategeko avuga imbere yuko igitigiri c'abashingantahe gikwira ngo bicarire ico kibazo (uku gukoresha isandare vyerekana ko inzira zemewe n'amategeko zubahirijwe). Ni izihe ngaruka tubona muri ibi bintu bidufasha gutorera umuti wibibazo duhura navyo?

2. Uyu mucunguzi wa hagufi yavuze ku **murongo wa 4** ko ashobora gucungura itongo. Rimwe na rimwe igihe abakristo bahuye n'ingorane, baca bavuga ngo ubu si ubugombe bw'Imana, ko bobandanya kuvyo bashaka gukora. Uko siko Bowazi yabibona. Ni gute yishuye igihe yarabonye ko ivyiyumviro vyiwe n'imigabo yiwe yanigiwe mumenshi?

- Ni gutre twokwifata igihe tubonye yuko ivyizigiro vyacu, imigambi yacu, isa niyizimanganye?

3. Naho uyu mucunguzi wa hafi atari afise uburenganzira bwo gucungura itongo no kurongora Rusi, agaragazwa ahubwo n'inabi. Twokuramwo icigwa ikihe dufatiye ku migenderanire dufitaniye n'abandi canke mu bihe bitandukanye ducamwo mu buzima?

4. Bisigura iki gushira "Rusi muba nyamowabukazi" mu bisekuruza vya Dawidi, munyuma, vya Yesu?

- Ni gute ihanga, ubwoko, n'umuryango bifitaniye isano n'ubutumwa bwiza?

Copyright © by Jonathan Menn 2022. All rights reserved.

- Ni ingorane izihe ishengero rifise uyu munsi kubijanye n'amacakubiri afatiye kw' 'ihanga, ubwoko, n'umuryango (tanga akarorero kaboneka)?

- Twokora iki kugirango turandurane n'imizi izo ngorane? (tanga akarorero kaboneka)?

**G.** ***Amajambo yo guherezako: Bowazi na Rusi bashinga urugo, bavyara umwana w'umuhungu, maze umuryango wa Nawomi wongera kubaho, kugira izina*** (**4:13-17**)

***13 Nuko Bowazi yabira Rusi, aba umugore wiwe, abana na we, Uhoraho amuha gusama inda, avyara umuhungu. 14 Abagore babwira Nawomi, bati Uhoraho ashemezwe, atakuretse uyu musi ngo ube utagira umucunguzi; izina ryiwe ni ribe rurangiranwa mu Bisirayeli! 15 Kandi azosubiza intege mu bugingo bwawe, kandi azogutunga ugeze mu zabukuru: kuko umukazana wawe agukunda, akakurutira abahungu ndwi wovyaye, ari we amuvyaye." 16 Nawomi ajana uwo mwana, amushira mu gikiriza, aba umurezi wiwe. 17 Abagore b'ababanyi biwe bamwita izina, bati Nawomi avyariwe umuhungu. Bamwita Obedi, ni we se wa Isayi, se wa Dawidi.***

**imirongo ya 13-17:** Bowazi na Rusi bararongorana, bavyara umwana, kandi umuryango wa Nawomi usubizwa izina

Muri iki gice ca nyuma ciki gitabo kibonekamwo inyishu z'ingorane ihambaye iboneka mugice ca **1:3-5**, urupfu rwa Elimelech, Mahaloni, na kilioni, hamwe ningaruka y'ubunyakamwe bwa Nawomi. Kirabangabanganya kandi hanyuma kikanyuranya Nawomi hamwe nigerera rya Rusi I Bethlehem hamwe nuguhura kw'umugore mugice ca **1:19b-22**. Umwanditsi ngaha yerekana ubuhinga bwo gusoma n'inyandiko, muri iki gihe ntakoresha imvugo ifatanya ibintu, ariko akoreshe iyibangabanganya ibintu. Ibikurikira vyerekeranye n'ivuka ry'umuhungu: *"kandi yavyaye umuhungu"* (**u. 13b**) kandi *"umuhungu yavutse"* (**u. 17a**). Ibi twobishushanya mubice bibiri bibangabanganywe uku gukurikira:

Ikigabane ca 1 (**4:13-15**)
- **A.** Ivyashikirijwe n'uwariko aravuga (**4:13**)
- **B.** Ijambo ry'abagore (**4:14-15**)

Ikigabane ca 2 (**4:16-17**)
- **A.** Ivyashikirijwe n'uwariko aravuga (**4:16**)
- **B.** Ico abagore bakoze (**4:17**)

Ku **murongo wa 13**, Uhoraho yiyerekana gusa ubwa kabiri muri iki gitabu, *"Uhoraho amuha gusama inda"* (ukugaragara kwiwe kwa mbere hari ku **1:6**, *"Uhoraho yagendeye abantu biwe, akabaha ivyo kurya"*). Turashobora kuvuga ko ibi bigereranyo bibiri vyerekeranye n'Imana hamwe n'ibikorwa vyayo—umwe muntango y'igitabo uwundi mumpera y'iki gitabo—aheraheza iyi nkuru. Muvyukuri, nkuko twabibonye muntambwe zitandukanye ziki gitabo, turabona yuko Imana yagumye yigaragaza, kandi igakora biciye mu bikorwa vyabantu. Ikigeretseko, ukwo kuntu Imana yabibona muburyo bubiri butandukanye mugice ca **1:6** na **4:13** ntivyagaragara, ariko vyaciye muburyo busanzwe, ntabwo vyaciye munzira idasanzwe, niko bisobanura. Iki gitabo kiranyuranya cane imyaka cumi Rusi yamaze atagira umwana igihe yari yarongowe na Mahiloni I Mowabu hamwe nugutwara inda kwihuta amaze kurongorwa na Bowazi. Robert Hubbard agaragaza ko hariho ibirengeye muri iyi nkuru kuko Imana yatumye Rusi atwara inda: "Biraboneke neza, kubwo ubushobozi bwa Yahweh bwatumye Rusi asama inda. Ariko nta kuvuka gushoboka hatabayeho ukurongorana kwabo Bantu bashasha (4:13), Umunsi wa Bowazi mu rubanza (4:1-12), uguhura kwa Rusi na Bowazi (igicw ca 2 na3), hamwe nukwimukira I buyuda (igice ca. 1)." (Hubbard 1991: 18) Nkuko twabibonye, ibi bihe vyose vyari birongowe n'Imana naho ata gitangaza kiboneka, ijwi ry'Imanantibaryumva, ntanuwaserukiye, Imana nk'umuvugishwa, umuherezi, umucamanza yarahari. Muri make, igitabo ca Rusi kiriko kitwereka yuko Imana itigeze irongora ibikorwa vy'abantu ibakurikije ibitangaza, ariko rimwe na rimwe bikurikirwa n'ighe kirekire co gusubira inyuma. Ariko, ibikorwa vyiwe binyegejwe inyuma y'ibikorwa vyabantu, yamara afatwa nkuwagize uruhara rukomeye muvyabaye. Biboneka kandi ko ariwe nkomoko y'ibintu bitobito bigize ubuzima bw'umuntu. Muri make, urufatiro rumwe rw'ivyigwa ndoramana, berekana ko igitabo ca Rusi gishingiye ku kwizera Imana yihishije ariko igakomeza kwigaragaza." (Hubbard 1988a: 70; raba kandi Hals 1969: 15-19 [Muri *Rusi*, Imana "iguma yiyerekana umwanya wose, mu buryo Butagaragara. Ngaha ikora ifatiye kuvyo abantu bakeneye, hamwe n'ivyizigiro vyabantu basanzwe."])

Ukuvuka kwa Obedi nk'uko kuvugwa mu **mirongo ya 13-17** ni inyishu y'amasengesho ya Bowazi n'ivyasabwe kuri **2:12**, umuhezagiro w'abantu n'abashingantahe bigaragarira ku **mirongo ya 4:11-12**, ibinyurane n'umururazi wa Nawomi hamwe n'uguhindura ukuba imbokoboko kwavuzwe na Nawomi (**1:20-21**), kandi akaba

Copyright © by Jonathan Menn 2022. All rights reserved.

igikoresho cashikanye ku kuvuka kw'umwami Dawidi, kandi mu nyuma aba igikoresho cashikanye ukuvuka kwa Mesiya (**4:17-22**). Ukuvuka kwa Obedi ni isonga ry'inkuru yerekanye ko Imana iri hejurun ya vyose kandi ko igaragagara mu bintu vyose biba mw'isi mu buzima bw'imiryango hamwe n'ibiba nk'ivyago canke akaga mu miryango. Inkuru ya Nawomi, Rusi, na Bowazi yerekana yuko ibiba umusi ku musi mu buzima bwacu no mu buzima bw'imiryango bishobora kuba bifise insiguro, mbere z'igihe kirekire, kandi bifise insiguro ndende y'imenyeshamana, irengeye n'ivyo twoshobora kwiyumvira no gushira mu mitwe.

Birahambaye cane ko abakristo batokwiremamwo igicapo kibi, kubijanye n'ivuka rya Obedi. Mu gusozera, "Igihe tubayeho ubuzima budashidikanya kandi bw'ubwizigirwa, Imana izotwizigira yishure amasengesho yacu, iduhe abana, idufashe mubijanye n'amafaranga (canke ikindi kintu cose turiko turasengera)" ivyo nta nshingiro bifise. Ivyavuzwe ku **murongo wa 13** ni ibihavugwa, atari ibitegerezwa. Ni ivyukuri ko dutegerezwa kubaho ubuzima budashidikanya kandi bw'ubwizigirwa, kandi Imana izoduha icubahiro kubwo ivyo. Ariko, Imana ntiyigeze isezeranira umukunzi wayo numwe, umwizigirwa wayo numwe, umuryango numwe canke umuntu kugiti ciwe, itunga, amagara meza, canke ubwoko ubwaribwo bwose bw'umugisha. Ikintu cose kiri mu mugambi wayo. Irashira hejuru bamwe, kandi igashira abandi hasi—ni nkuko iha itunga bamwe, abandi ikabagira aboro (**1 Sam 2:7; 1 Ngo 29:12-16; Yobu 42:10; Zab 75:6-7; Umus 5:19; Dan 2:20-21; 1 Tim 6:17**). Arica kandi atuma umuntu abaho; ni we yugara kandi akugurura inda (**Itang 20:17-18; Rusi 4:13; 1 Sam 2:6; Ezk 24:16-18; Ivyak 2:23; 4:27-28**). Naho hariho ihuriro rusangi ryukuntu umuntu abaho, akagira itunga, nuko ashobora kumera, ntidushobora kwiyumvira ku migisha Imana itanga kwisi. Kuva mwisezerano rya kera na rishasha, turabona ingene Imana ikingira abakene, kandi ikirura abababaye naho bitokwibonekeze ubwonyene canke ngo vyigaragaze mu buzima (raba **Zab 9:17-20; Rev 6:9-11**). Ama miriyoni y'aba kristo (harimwo n'umurwi munini w'abantu badaharurika uno munsi) babayeho mu bukene, bababaye, bahamwa, bicwa bahorwa ivyizerwa vyabo mu runganwe rutandukanye. Ivyo bijanye nivyo Kristo hamwe n'intumwa bavuze ko tuzocamwo. (Raba uburorero, **Mat 5:10-12; Luka 14:27; Yoh 16:33; Rom 5:3; Flp 3:10; 2 Tim 3:12; 1 Pet 2:19-21; 4:12-13**). Aba bizera ntaho tubona babayeho ubuzima bwo hejuru canke ngo bagire itunga rikomeye. Ubukene bwabo, imibabaro, hamwe no guhamwa ntibabiciyemwo kubera ivyaha, canke ukutizera, ariko kubera Bari abagororotsi kandi bakabaho ubuzima bwo kwizera. Gordon Fee aratwibutsa, "Naho Imana yasezeranye kuburanira abayo [kandi ukuvugirwa kwacu n'umunezero wacu bizohoraho imisi yose; raba akarorero **Ivyah 21:4**], yarasezeranye ko izoturenganura vyihuse. Nkakarorero, mu baheburayo 11:32-39 bamwe kubwo ukwizera baronse inkomezi no gutsinda, ariko abandi kubwo ukwizera Bari abatishoboye. *Ariko bose Bari barongowe n'ukwizera kwabo*. Ayo majambo yavuzwe kugirango atere intege abizera Bo ubwabo bari bafise umunezero kuko bemera no kunyagwa amatungo yabo.' (10:34, N.I.V.), ariko Bari bagiye gutakaza imitima yabo. Ukuburanirwa kwihuta, ariko, ntibabisezeraniwe. (10:35, 36)." (Fee 1984: 41)

Iki gice ca nyuma kutubwira iyi nkuru uhereye ku tango, ariko gishira umuco ahanini kuri Nawomi n'umwana: "Iyi nkuru itangurana na Nawomi hamwe nivyo yatakaje. Ku mpera batubwira ivyo Nawomi yungutse. Itangurana n'urupfu igaheraheza itubwira ukuvuka." (Piper 2010: 105) Nkuko tubibona ku **mirongo ya 14-15** uyu mugore ntabona neza insiguro y'uyu mwana nkuwuzorarwa ivya Elimereki kandi akazotorana itungo ryiwe, ariko yamubona "nkuwuzogarukana ubuzima bwa Nawomi kandi akazomufasha niyo yagera muzabukuru. Niyo mpamvu anezererwa umunezero wiwe mu kurira, 'Umwana wa Elimeleki yavutse,'[18] ariko kandi, 'Umuhungu wa Nawomi yavutse.' Kuri buri rugero rero, ingingo n'intumbero y'iki gice, ni ugusobanura impinduka y'ubuzima bwa Nawomi, kuva ku rupfu n'ubusa uja mu buzima no kwuzura." (Bush 1996: 7)

Igitigiri kinini c'ibintu vyinshi bidasanzwe kandi vy'agakekezo kigaragarira muri iyi mirongo. Izina Obedi risigura "gukorera abandi" (Harrison 1989: 187). Nubwo "umucunguzi" (*go'el*) rifatiye ku **murongo wa 14** rishobora gufatwa nka Bowazi, "We" avugwa mu ntango yo ku **murongo wa 15** yerekana yuko abagore bariko baravuga kuri Obedi. Nubwo ari uruyoya, Obedi ni umucunguzi n'imiburiburi mu buryo bubiri: ubwa mbere, mu kuvuka kwiwe azosubiza intege mu bugingo bwa Nawomi n'umuryango; ubwa kabiri, azoba *"uwuzomutunga ageze mu zabukuru"* (**u. 15**). Mu mvugo y'agahemo, uretse insiguro y'izina rya Obedi n'intumbero yuko azogaburira Nawomi ku **murongo wa 16** turabona Nawomi atora Obedi akamugaburira mk'umuforoma. **17** ukoresha imvugo yo gutngaza ivuka rishimishije, ariko mumvugo y'agahemo hariko havugwa Nawomi, mugihe mubisanzwe iryo tangazo ryahawe uwari arindiwe, atari ahari mugihe co kuvuka (Hubbard 1988b: 296). Uwo mugore yavuze kandi ko yokwitwa Obedi naho mumuco wabo abagabo aribo bita amazina abana babo (Phiri 2006: 324).[19] Muri make, mu kiganiro gito kiri mumpera yiki gitabo, abagore mu buryo bwikirere no kumenyesha

[18] Naho Obedi yavyawe na Bowazi hamwe na Rusi, "umwana ntiyamuturungikiye nk'umwana wa Elimeleki, uko niko vyategerezwa kumera mu bukwe bwaba lewi." (Phiri 2006: 324).

[19] Frederic Bush yerekan ko aka ari akarorero ko gusaba "uruhusha rw'imvugo" kubera yuko abagore b'ababanyi batigeze batanga izina ry'Umwana, ahubwo bahavuye bamwita izina, bongera batanga n'insobanuro ryaryo bafise akanyamuneza, 'Nawomi yaronse umuhungu'" (Bush 1996: 12).

Copyright © by Jonathan Menn 2022. All rights reserved.

ko Nawomi adafise umwana, noneho rero ubu aramufise! Rero ivyo bikuraho amadidane y'igihe co kutavyara kwa Nawomi ari I beterehemu. Nkuko ikibazo c'abagore cari kibabaje nkuko bigaragara (i 19b), ubu umunezero wabo waravyerekanye. Umugore yataye ivyizigiro ko atazoronka umwana, ubu arafise umwana w'umuhungu. Ikibazo gikomeye cuko Nawomi atarafise uwo azoraga gishizwe kwiherezo. Kera, ugushirwa kure, no gutukwa kubera Mara ('Umururazi'), izina Nawomi ('ribereye') ubu ryongeye kugarukanwa muburyo bwiza nk'insobanuro y'iherezo ryiwe (cf. i 20-1). Muri make, aha umwanditsi yashizeho urutonde rwerekana ukuvuka nk'insobanuro y'ikirere kuvyerekeye n'ugusozera iyi nkuru." (Hubbard 1988b: 299)

Twarabonye yuko Imana yagumye yiyerekana biciye muri iki gitabo muburyo butahuritse ariko kandi bunyegeje, munzira itagaragara. Ibi biremezwa neza kuko isengesho ryose tubona muri iki gitabo ryarishuwe: **1:8-9** (Isengesho rya Nawomi ngo Imana ihezagire umukazana wiwe, kandi ngo itange amahoro munzu y'umugabo wiwe); **2:12** (Isengesho rya Bowazi ngo Imana ishumbushe Rusi); **2:19-20** (Isengesho rya Nawomi ngo Imana ihezagire Bowazi); **3:10** (Isengesho rya Bowazi ngo Rusi aronke umugisha); **4:11-12** (isengesho ry'abantu kugirango Bowazi na Rusi bahezagirwe,baronke uruvyaro); hamwe **4:14-15** (isengesho ry'abagore kugirango uhoraho ahezagirwe kandi ngo Nawomi asubizwe mu buzima kandi akomezwe). Kuko Imana yonyene ariyo yishura amasengesho, izi nyishu z'amasengesho, vyerekana yuko Imana ibandanya yigaragaza kandi ikora biciye muri iyi nkuru. Uravye neza uburyo Imana yishuramwo amasengesho, ibicisha ku ngingo canke ku bikorwa vy'abantu.

Ukuninahazwa kwahawe Rusi ku mpera y'**u. 15** (*"kuko umukazana wawe agukunda, akakurutira abahungu ndwi wovyaye"*) vyongeye ni ngirakamaro kandi ni n'agakekezo. Mu kibano aho abagabo ari bo bari hejuru, abahungu ndwi ni igiharuro cuzuye, gikwiye (raba **1 Sam 2:5; Yobu 1:2; 42:13**); ariko Rusi, umugore kandi akaba Umunyamowabukazi, aruta abahungu ndwi. Ikindi, nk'uko Daniel Block abivuga, "kuruta abandi Bantu bose babaye muri kahise ka Isirayeli, Rusi akubiyemwo amahame ngenderwako y'ukugene igihugu ca Isirayeli categerezwa kwigenza: 'Mukundishe uhoraho Imana yanyu imitima yanyu yose, n'ubugingo bwanyu bwose, n'inkomezi zanyu zose' (Gus 6:5) 'kandi mukunde bagenzi banyu nk'uko mwikunda' (Lew 19:18). Mubalewi 19:34 Mose yabwiye Abisirayeli gukunda umunyamahanga nk'uko bikunda ubwabo. Mu buryo bw'agakekezo, ni uwo munyamahanga akomoka i Mowabu yeretse Abisirayeli ico ivyo bisigura, ugukunda mugenzawe nk'uko wikunda." (Block 1999: 729)

Iryungane rya nyuma ryo ku **murongo wa 17**, ko Obedi *"yari se wa Isayi, se wa Dawidi,"* vyose vyemeza ivyavuzwe mu ntango y'ico gitabu kandi bigafatanya n'igisekuruza cahereje ico gitabu mu mirongo ya **18-22**. **Rusi 1:2** hari haravuze mu buryo bwinjegeje kuri uyu mwanzuro, kuri iyi nsozero mu kuvuga yuko Elimeleki n'umuryango wiwe bari *"Abanyefurata b'i Betelehemu h'i Buyuda."* Vyongeye uko ni ko Dawidi avugwa mu vyabaye kuri Dawidi na Goliyati muri **1 Sam 17:12**: *"Kandi Dawidi yari umwana wa wa Munyefurata w'i Betelehemu h'i Buyuda."* Muri make, inkuru ya Rusi ni ngirakamaro cane kuri kahise ka Isirayeli. Younger abivuga muri ubu buryo: "Hatarimwo Rusi, umurongo, uruvyaro rwa Elimeleki ruba rwarafuditse, nk'uko vyari kuba no ku ruvyaro rwa Bowazi, kandi na Dawidi ntiyari kubaho" (Younger 2002: 484). Ikintu gitangaje kurusha ibindi ni ukwibuka yuko inkuru ya Rusi yabayeho mu *"mu misi y'abacamanza"* (**Rusi 1:1**) igihe *"muri iyo misi Abisirayeli nta mwami bari bwagire"* (**Abac 17:6; 18:1; 19:1; 21:25**). Ibi vyongeye bigaragaza integuro y'Imana y'igitangaza kandi n'ukugene iri hejuru ya kahise, n'ibiba vyose.

## IBIBAZO VYO GUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO

1. Rimwe na rimwe turakunda kwiyumvira yuko Imana yitaho gusa "ibihe bikomakomeye" biba mwisi, itababaye ubuzima bwacu bwo ku munsi, ku munsi. Ni gute inkuru ya Rusi ihindura iyo mbono?

- Ni gute imbono dukura mu nkuru ya Rusi, turavye ukuntu Imana yitaho ubuzima bwacu ku munsi ku munsi, bidufasha guhangana n'ibibazo ducamwo ku munsi ku munsi hamwe n'ingingo dufata?

2. Ikintu kimwe inkuru ya Rusi itwereka nuko n'ibiboneka nkibikorwa bito cane, canke umuryango usa n'uwugayitse, ufise ibibazo bishobora kugira igihe kirekire n'insiguro inyuranye nivyo ubona ufatiye kwijambo ry'Imana kuburyo udashobora kubibona canke kuvyiyumvira. Vyiyumvireko.

- Ni gute ibi bintu bishobora kudufasha, igihe turiko turaca mubihe bitandukanye vy'ubuzima bwa minsi yose?

Copyright © by Jonathan Menn 2022. All rights reserved.

3. Inkuru ya Rusi itwereka ukugene Imana yigaragaza muburyo busanzwe: Yama ihari kandi ikitwararika ibihe ducamwo vy'ubuzima (vyaba bibi canke vyiza) si Imana itabonwa, itumva, canke idafise ibigumbagumba. Ni kuki wibaza ko ikora muri iyo nzira?

- Ni kuki ari ngombwa ko dutahura kandi tukiyumvira cane kuri ivyo?

4. Aba kristo bamwe bibaza ko, "Nimba tubayeho ubuzima bwo kudatirigana no kwizerwa, Imana izoca itwizigira yishure amasengesho yacu, iduhe abana, canke idufashe muburyo bw'amafaranga (canke ikintu cose tuba turiko turasengera)." Ariko, ivyo ni ibinyoma. Imana ntiyigeze isezeranira umukunzi wayo, urugo rw'abizera, canke abana b'aba kristo, ubutunzi, amagara meza, canke ubundi bwoko bw'umugisha.

- Ni gute wiyumvira ko Imana itasezeraniye umukunzi wayo, urugo rw'abizera, canke abana baba kristo, itunga, amagara meza, canke ubundi bwoko bw'umugisha?

- Ni izihe ngorane zishobora kuvuka igihe twiyumviriye ko "igihe tubayeho ubuzima bwo kudashidikanya no kwizerwa, gutyo Imana izotwizigira, yishure amasengesho yacu, iduhe abana kandi idufashe muvyo ubutunzi (canke iduhe ikintu cose tuyisaba.)"?

- Ni gute twosigura ibihe twbayeho ubuzima buhimbara Imana, itwizigiye, ariko tugaca mubihe bigoye vy'ingorane, kandi Imana igasa nkaho itabibona, atariho iri?

- Ni gute dushobora—umuntu kugiti ciwe canke nk'ishengero—gufasha abandi babayeho ubuzima bubi cane kandi Imana ibizeye, ariko bagaca mu ngorane zikomeye, kandi Imana igasa nkiyitariho?

**H.** ***Igice ca nyuma: Igisekuruza ca Dawidi*** **(4:18-22**)

***18 Uru ni rwo ruvyaro rwa Peresi: Persi yavyaye hesironi, 19 Hesironi yavyaye Ramu; Ramu yavyaye Aminadabu, 20 Aminadabu yavyaye Nahasoni, Nahasoni yavyaye Salumoni, 21 Salumoni yavyaye Bowazi, Bowazi yavyaye Obedi, 22 Obedi yavyaye Isayi, Isayi yavyaye Dawidi.***

<u>**imirongo ya 18-22:** Igisekuruza ca Dawidi</u>

Nkuko navyerekanye ku biri musi y'urukaratasi bigira 17, aho hejuru, kenshi na kenshi muri Bibiliya, ibisekuruza "bisubira inyuma kure" (mu yandi majmbo, amazina amwe amwe arakurwamwo) kubera "ukwigisha canke kubera intumbero y'ukwigisha" (Younger 2002: 403). Younger yerekana yuko "vyakunda gukorwa [mu bisekuruza vyavugwa muri Asiya ya kera ishira ubuseruko] kugira ngo bagarukirize ku burebure bw'igisekuruza canittse ku runganwe rwa 5 gushika ku runganwe rwa cumi" (Younger 2002: 404; raba **Itang 4:17-24; 5:1-32; 11:10-26; 25:12-15; 1 Sam 9:1**). Aheraheza avuga ati, "Kubera ibisekuruza bikora kugira ngo vyerekane aho umuntu akomoka n'igihagararo ciwe, ububasha, canke ubushobozi bijanye n'ivya politike canke ikibano, umuntu yoshobora rero kwerekana yuko 4:18-22, aho kuba isonga ritari ryo, Bizana guheraheza ivyo vyose mu kwerekana akamaro k'ivyakomotse muri iyo nkuru: ukwongerakugaruka mu buzima kwa Nawomi n'ukwongera kuninahara biciye mw'ivuka rya Obedi. Ivyo vyashikanye ku runganwe rugira kabiri rwakomotsemwo mu nyuma Dawidi." (Younger 2002: 404)

Nubwo igisekuruza n'igitabu biheraherezwa n'ukuvuga Dawidi, Dawidi si iherezo ubwiwe, kandi ntibiherera kuri we. Ivyo ni kubera **2 Sam 7:1-17** harimwo "Isezerano rya Dawidi" aho Imana yasezeranye kuzovyura uruvyaro rwa Dawidi inyuma yiwe kandi *"agashinga intebe yiwe y'ubwami gushitsa ibihe vyose, itazohangura"* (**2 Sam 7:12-13, 16;** raba kandi **Zab 89:29, 36-37**). Hariho ubundi buhanuzi bwinshi busa n'ubwo bwerekana ivyo nyene (**Yer 33:15-17; Ezek 37:24; Zek 12:7-10**). Ni co gituma, Dawidi atirabishako ibintu ubwiwe ariko yatunga urutoki kure yiwe ku "Mwana wa Dawidi" ahambaye" mu yandi majambo Mesiya, atari uwundi ndetse Yesu Kristo. Se wa Yohana Umubatizi, Zekariya, yaratahuye ivyo igihe yavugishwa ku vyerekeye ku kuzovuka kwa Yesu kwari kugiye kuza, *"Umwami ashimwe Imana y'Abisirayeli, kuko igendeye abantu bayo ikabacungura, kandi iduhagurukirije ihembe ry'agakiza, mu nzu ya Dawidi umusavyi wayo"* (**Luka 1:68-69**). James Edwards avuga yuko ako gakiza "kabandaniriza n'igikorwa co muri kahise c'Imana muri Isirayeli, nk'uko vyagaragariye mu gushingwa kw'ingoma ya Dawidi (u. 69)" (Edwards 2015: 62). Ikindi, ivyo Zekariya yavugishijwe vyerekana yuko ukuzoza kwa Mesiya n'agakiza azozana bishingiye ku "Mbabazi" z'Imana mu rurimi rw'Ikigiriki ari *eleos* kandi mu rurimi rw'Igiheburayo ni *hesed* (raba *Septuagint* n.d.: Rusi 1:8; 2:20; 3:10; Edwards 2015: 62). Abayuda baratahura yuko ayo majambo "Umwana wa Dawidi" vyasigura Mesiya. Matayo

Copyright © by Jonathan Menn 2022. All rights reserved.

atangurira ubutumwa bwiza bwiwe mu kuvuga Yesu nk' *"Umwana wa Dawidi, umwana wa Aburahamu"* (**Mat 1:1**). Yesu yabajije Abafarisayo ico bibaza ku vya Kristo: *"Ni mwene nde, ni umuhungu wa nde?"* Barishura bati *"Ni mwene Dawidi."* (**Mat 22:42;** raba kandi **Mariko 12:35; Luka 20:41**). Abandi batahuye ububasha bwa Yesu n'uko adasanzwe bakoresheje ijambo *"Mwana wa Dawidi"* kuri we (**Mat 9:27; 12:23; 15:22; 20:30-31; 21:9; Mariko 10:47-48; Luka 18:38-39**). Yesu yikoreshejeko ayo majambo ubwiwe (**Mariko 12:35-37**). "Mu gukiza impumyi y'i Yeriko yamutakambiye amubarira ngo Mwana wa Dawidi, Yesu yaciye yaturira ahagaragara mu bantu igikorwa camuzanye [nka Mesiya]" (Goppelt 1982: 87).

Ukuzuka kwa Yesu kwerekana yuko ari we ugushitswa kw'Isezerano Imana yagiraniye na Dawidi. Ivyo Paulo ahanini yavuze mu **Ivyak 13:16-41** bishingiye ku kugene Kristo umukiza yasezeranywe, uwuzokomoka mu muryango wa Dawidi (**Ivyak 13:22-23**; raba vyongeye **Rom 1:3-5**). Iciyumviro ciwe nyamukru ni uko Imana yashikije isezerano yagiraniye na Dawidi n'iryo yagiraniye na Isirayeli mu kuzura Yesu mu bapfuye (**Ivyak 13:30-37**). Mu vyo yavuze vyose, amajambo ya Paulo abangabanganye n'amajambo y'Isezerano rya Dawidi Muri **2 Samuel 7**, cane cane nk'uko yanditswe muri Septuagint (raba Goldsmith 1968: 321-22). Mu **Ivyak 13:34**, Paulo yerekana yuko Kristo yazutse mu bapfuye kandi ko kubera ivyo *"atazokwongera kubora."* Kubera ivyo, yongera akabura canke akavuga mu yandi majambo **Yes 55:3**, *"Nzosezerana namwe isezerano ritazoshira, ni ryo Mbabazi Dawidi yasezeraniwe zitazovaho,"* rifatira "kw'isezerano Imana yagiraniye na Dawidi" kandi rikaba rifatanye n'"uwera" avugwa muri **Zab 16:10** [15:10, LXX] (Goldsmith 1968: 323-24). Mu yandi majambo, "Yes 55:3 asubirwamwo kugira ngo yerekane ingene Imana yashikije amasezerano yo muri II Sam 7. . . . II Sam 7:15a na 16a yarashikijwe mu kugene Yesu ubu atabora. Arya majambo menshi yabuwe mw'Isezerano rya kera yo mu Ivyak 13:33-37 ntiyapfuye kuvugwa ku busa gusa kandi ntiyapfuye gupfa kwaburwa, ariko yabanje kwiyumvirwako haba mukugene yanditswe kandi hisunze imenyeshamana kugira ngo bereke Abayuda *ukugene* Imana ishikije isezerano yagiraniye na Dawidi muri II Sam 7—biciye mu kuzura Yesu mu bapfuye." (Goldsmith 1968: 324)

Imbere yuko avuka, umumarayika Gaburiyeli yari yasezeraniye Mariya ko Uhoraho Imana azoha Yesu *"Kandi Umwami Imana azomuha intebe y'ubwami ya sekuruza Dawidi; ahangamne mu nzu ya Yakobo ibihe bidashira; ubwami bwiwe ntibuzogira iherezo"* (**Luka 1:32-33**). Inyuma y'ukuzuka kwiwe, Yesu yabwiye abigishwa biwe ati *"Jewe nahawe ububasha bwose mw'ijuru no mw'isi"* (**Mat 28:18**). Ku Musi wa Pentecoti Petero yarasiguye neza ingene Yesu yashikije isezerano rya Dawidi biciye mu kuzuka kwiwe no mu kuduga kwiwe mw'juru (**Ivyak 2:22-36**). Petero avyerekana mu kwabura no gufatira ku vyavuzwe muri **2 Samuel 7** na **Zab 16:8-11; 110:1**, na **132:11** kugeza yaho "*kwicara ku ntebe y'ubwami ya Dawidi bifatanye no kwicara i buryo bw'ukuboko kw'Imana.* Mu yandi majambo, ukuzuka kwa Yesu Kristo n'ukuduzwa mw'ijuru kwiwe akaja i buryo bw'ukuboko kw'Imana bishirwa imbere na Petero nk'ugushitswa kw'Isezerano Imana yagiraniye na Dawidi" (Bock 1992: 49, ugushimika kwongewemwo mu vyari vyaravuzwe ubwa mbere). Ku kuduga kwiwe mw'Ijuru ikintu ca nyuma kigaragaza Isezerano Imana yagiraniye na Dawidi ryarashikijwe—"uruvyaro" rw'ukuri rwa Dawidi, Umwana w'Imana yicaye ku "ntebe y'inganji ya Dawidi" aho aganzira guhera ubu n'ububasha bwose (raba **Mariko 16:19; Luka 22:69; Ef 1:20-23; Kol 3:1; Heb 1:3; 1 Pet 3:21-22; Ivyah 1:5; 3:21**).

Inkuru ya Rusi, mu vy'ukuri, ntitorera umuti gusa umuryango wari wahuye n'ivyago bidasanzwe ariko ni iyifatanya kahise k'igihugu ca Isirayeli, ariko kandi yerekeza amaso imbere ku muntu ngirakamaro kahise k'ubu na kazoza vyose vyenenako, Yesu Kristo, Umwami n'Umukiza w'isi yose. Naho Obedi yitwa "umucunguzi" muri **Rusi 4:14**, Yesu ni we Mucunguzi nya mucunguzi nyabuna (**Luka 1:68; Gal 3:13; Tito 2:14**). Mu vyo yavuze ku guhanahana ivyiyumviro mu gitabu yise ivyagezwe vya Bibiliya David Daube avuga ati, "Iciyumviro c'Imana canke Yesu acungura isi yose akayicungura icaha n'ukuzosha ibihe vyose, bigaragara ahanini ko ari iciyumviro c'idini, gikomoka muri ayo mategeko ya kera yo ku bantu batashobora kuriha imyenda n'abishe hamwe n'abiciwe abantu, hamwe n'ugukingira amoko yariho hamwe n'uko umuryango w'umugabo utofudika [mu yandi majambo, ikigo ca *go'el*]" (Daube 1969: 59). Robert Hubbard na we yongerako yuko ikigo ca *go'el* "gitera Isirayeli ikibazo co kwiyumvira kutikwegerako vyose, kutagira umwina w'ibintu urengeye urugero, kutidibamira [ukwirata kurenze urugero hamwe no kuvuga ko bikwije], hamwe n'ukutagira ico bakoze . . . Aha ashikiriza uburyo bwiza burushirije kandi agahamagarira Abisirayeli kuba agahore, gufata abantu neza hamwe no kugira ubuntu n'imbabazi. Ni co gituma, dufatiye ku bivugwa mw'Isezerano Rishasha hamwe n'ukugene ribona ibintu, ico gitabu cari kirindiranye igishika ukuzoseruka kw'Umucunguzi Akomeye, uwarishe ikiguzi c'ugucungura akirihishije ubugingo bwiwe bwite." (Hubbard 1991: 19) Younger yanzika avuga ati, "Kubw'ivyo, ntibagiye kubona ingene Isezerano Rishasha ryashobora gusigura urupfu rwa Yesu mu buryo bwa *go'el*. Igikorwa ca Yesu nka *go'el* nyezina vyerekanwa n'ukugene atagira isoni ryo kutwita "bene Data" (Heb. 2:11)." (Younger 2002: 401) Mu nca make, "*Go'el* Ahambaye" ni Yahweh ubwiwe. Abantu nka Bowazi, Rusi, n'Abakristo uyu musi bashira mu ngiro *hesed* na "*go'el* mu buryo bugaragara" ni abakozi b'igikorwa ca Yahweh co mw'ijuru n'igikorwa, umurimo wa *go'el* yihinduye umuntu, Yesu Kristo (see Younger 2002: 401, 489). Batanabimenya

Copyright © by Jonathan Menn 2022. All rights reserved.

canke batari banazi ko ari vyo bariko barakora, Nawomi, Rusi na Bowazi bari abariko barakina umukino w'akamaro k'ibihe bitazoshira. Ivyo ni vyo bishobora no kuvugwa kuri twebwe.

## IBIBAZO VYO GUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO

1. Ni gute ibisekuruza, cane cane vyavuzwe na Dawidi, bigaragaza Yesu Kristo?

- Ni gute, nimba ari vyose, ivyo bigira ingaruka kuri iki gitabo?

## AHO TWAVYABUYE

Alter, Robert. 1981. *The Art of Biblical Narrative.* New York: Basic Books.

Baldwin, J. G. 1970. "Ruth." In *The New Bible Commentary,* 3rd ed., ed. D. Guthrie, et al., 277-83. Carmel, NY: Guideposts.

Bauckham, Richard. 1995. "Tamar's Ancestry and Rahab's marriage: Two Problems in the Matthean Genealogy." *Novum Testamentum* 37: 313-29.

Bernstein, Moshe. 1991. "Two Multivalent Readings in the Ruth Narrative." *Journal for the Study of the Old Testament* 50: 15-26.

Block, Daniel. 1999. *Judges, Ruth* (NAC 6). Nashville: Broadman & Holman.

Bock, Darrell. 1992. "The Reign of the Lord Jesus Christ." In *Dispensationalism, Israel and the Church,* ed. Craig Blaising and Darrell Bock, 37-67. Grand Rapids, MI: Zondervan.

Britannica, the Editors of Encyclopaedia. 2022. "Levirate." *Encyclopedia Britannica.* Online: https://www.britannica.com/topic/levirate.

Brotzman, Ellis. 1994. *Old Testament Textual Criticism: A Practical Introduction.* Grand Rapids: Baker.

Bush, Frederic. 1996. "Ruth 4:17: A Semantic Wordplay." In *"Go to the Land I Will Show You": Studies in Honor of Dwight W. Young,* ed. Joseph Coleson and Victor Matthews, 3-14. Winona Lake, IN: Eisenbrauns.

Carson, D. A. 1984. "Matthew." In *The Expositor's Bible Commentary,* vol. 8, edited by Frank Gaebelein, 3-599. Grand Rapids, MI: Zondervan.

Cohen, Jeffrey. 2021. "The Romance of Ruth, the Ruse of Boaz, and the *Go'el*'s Real Fear." *Jewish Bible Quarterly* 49: 180-86.

Daube, David. 1969. *Studies in Biblical Law.* New York: Ktav Publishing House, Inc.

Davies, Eryl. 1983. "Ruth IV 5 and the Duties of the Go'el." *Vetus Testamentum* 33: 231-34.

Dorsey, David. 1999. *The Literary Structure of the Old Testament.* Grand Rapids: Baker.

Edwards, James, *the Gospel According to Luke* (PNTC). Grand Rapids: Eerdmans.

Fee, Gordon. 1984. "The 'Gospel' of Prosperity—an Alien Gospel." *Reformation Today* 82: 39-43.

Goldsmith, Dale. 1968. "Acts 13:33-37: A *Pesher* on II Samuel 7." *Journal of Biblical Literature* 87: 321-24.

Goppelt, Leonhard. 1982. *Typos: The Typological Interpretation of the Old Testament in the New.* Translated by Donald Madvig. Grand Rapids, MI: Eerdmans.

Gow, Murray. 1992. *The Book of Ruth.* Leicester, England: Apollos.

Hals, Ronald. 1969. *The Theology of the Book of Ruth.* Philadelphia: Fortress.

Harrison, R. K. 1989. "Ruth." In *Evangelical Commentary on the Bible,* ed. Walter Ewell, 179-87. Grand Rapids: Baker.

Hitti, Edwin. 2019. "Bathsheba the King's Mother a Hittite?" *Linkedin.* Online: https://www.linkedin.com/pulse/bathsheba-

kings-mother-hittite-lord-edwin-e-hitti/.

Hubbard, Robert. 1988a. *the Book of Ruth* (NICOT). Grand Rapids: Eerdmans.

_______. 1988b. "Ruth IV 17: A New Solution." *Vetus Testamentum* 38: 293-301.

_______. 1991. "The *Go'el* in Ancient Israel: Theological Reflections on an Israelite Institution." *Bulletin for Biblical Research* 1: 3-19.

Huey, Jr., F. B. 1992. "Ruth." In *The Expositor's Bible Commentary,* vol 8, ed. Frank Gaebelein, 509-49. Grand Rapids: Zondervan.

Jones, Jean. 2012. "Telescoped Genealogies: Was Rahab the Mother of Boaz?" *jeanjones.net.* Online: https://www.jeanejones.net/2012/10/was-rahab-the-mother-of-boaz/#comments.

Kadari, Tamar. 1999. "Tamar: Midrash and Aggadah." *Jewish Women's Archive.* Online: https://jwa.org/encyclopedia/article/tamar-midrash-and-aggadah.

Kaiser, Jr., Walter, et al. 1996. *Hard Sayings of the Bible.* Downers Grove, IL: Intervarsity.

Lusk, Rich. 2003. The Galatian Heresy: Why We Need To Get It Right," *Theologia.* Online: http://hornes.org/theologia/rich-lusk/getting-the-galatian-heresy-right.

Menn, Jonathan. 2016. *Biblical Stewardship.* Online: https://www.eclea.net/courses.html#stewardship.

Moo, Douglas. 1989. "James." In *Evangelical Commentary on the Bible,* ed. Walter Elwell, 1150-62. Grand Rapids: Baker.

Morrison, Michael. 2022. "Old Testament Laws: Harvest Seasons of Ancient Israel." *Grace Communion International.* Online: https://archive.gci.org/articles/harvest-seasons-of-ancient-israel/.

Nielson, Kathleen. 2022. "Knowing the Bible: Ruth and Esther." *The Gospel Coalition.* Online: https://www.thegospelcoalition.org/course/knowing-the-bible-ruth-and-esther/#week-2-returning-to-bethlehem-ruth-1.

Phiri, Isabel Apawo. 2006. "Ruth." In *Africa Bible Commentary,* ed. Tokunboh Adeymo, 319-24. Nairobi: Word Alive.

Piper, John. 2010. *A Sweet and Bitter Providence.* Wheaton, IL: Crossway.

*Septuagint.* Not dated. Online: https://www.ellopos.net/elpenor/greek-texts/septuagint/chapter.asp?book=8.

Smith, Louise, and James Cleland. 1953. "Ruth." In *The Interpreter's Bible,* vol. 2, ed. George Buttrick, et al., 829-52. New York: Abingdon.

Warner, Megan. 2022. "Tamar (Genesis)." *Bible Odyssey.* Online: https://www.bibleodyssey.org/en/people/related-articles/tamar-genesis.

"Was Bathsheba a Hittite?" 2021. *Biblical Hermeneutics Stack Exchange*. Online: https://hermeneutics.stackexchange.com/questions/70839/was-bathsheba-a-hittite.


Wilson, Jared. 2017. "As God Lives." *The Gospel Coalition.* Online: https://www.thegospelcoalition.org/blogs/jared-c-wilson/as-god-lives/.

Younger, K. Lawson. 2002. *Judges and Ruth* (NIVAC). Grand Rapids: Zondervan.

Zodhiates, Spiros. 1993. *The Complete Word Study Dictionary: New Testament,* rev. ed. Chattanooga, TN: AMG.

Copyright © by Jonathan Menn 2022. All rights reserved.

## UMWANDITSI



Jonathan Menn aba Appleton, WI, muri reta zunze ubumwe za amerika. Yaronse urupapuro rw'umutsindo mu vyigwa vya politike muri kaminuza yo muri Wisconsin-Madison, aheza afise amanota menshi cane mu mwaka wa 1974, hanyuma aca ashirwa mumurwi witwa Phi Beta Kappa honor society. Inyuma yaho yaronse ico bita J.D. kiva mwishure y'amategeko y'i Cornell Law School, magna cum laude, mu mwaka wa 1977, hanyuma aca ashirwa mumurwi witwa Coiflegalhonor society. Yamaze imyaka 28 ari umushingwamanzank'uwuserukira reta muri Chicago hanyuma ashinga ishirahamwe ryitwa Menn Law Firm muri Appleton, WI. Inyuma yaho yaciye akizwa aba intumwa umwigishwa wa yesu kristo mumwaka wa 1982. Yumvise afise inyota yo kumenya vyinshi mubijanye n'ivyigwa ndoramana, kandi no kugira ico akoze mugikorwa c'Imana, ivyo vyatumye aja kunonosora amashure yivyerekeye ijambo ry'Imana aho yaronse urupapuro rw'umutsindo muri kaminuza yo muri Trinity Evangelical Divinity School muri Deerfield, IL. Yaronse urwo rupapuro rw'umutsindo muri TEDS, summa cum laude, muri Rusama 2007. Hagati y'umwaka wa 2007-2013 yari umuyobozi w'ishirahamwe Gushoboza aba pasitori mwisi yose. Ubu nahoJonathan ni umuyobozi w'ishirahamwe, Gushoboza abapasitori muri afrika y'ubuseruko (**www.eclea.net**). Inyigisho ziwe ziyaguye zishobora kuboneka ku mbuga ngurukanabumenyi kuri **www.eclea.net**. Jonathan ushobora kumutora kuri: **jonathanmenn@yahoo.com**.